Ellen G. White Estate

# Inkuru Y'ivyizigiro



ELLEN G. WHITE

# Inkuru Y'ivyizigiro

**Ellen G. White**

**Copyright © 2021**
**Ellen G. White Estate, Inc.**

# Information about this Book

## Overview

This eBook is provided by the Ellen G. White Estate. It is included in the larger free Online Books collection on the Ellen G. White Estate Web site.

## About the Author

Ellen G. White (1827-1915) is considered the most widely translated American author, her works having been published in more than 160 languages. She wrote more than 100,000 pages on a wide variety of spiritual and practical topics. Guided by the Holy Spirit, she exalted Jesus and pointed to the Scriptures as the basis of one's faith.

## Further Links

A Brief Biography of Ellen G. White
About the Ellen G. White Estate

## End User License Agreement

The viewing, printing or downloading of this book grants you only a limited, nonexclusive and nontransferable license for use solely by you for your own personal use. This license does not permit republication, distribution, assignment, sublicense, sale, preparation of derivative works, or other use. Any unauthorized use of this book terminates the license granted hereby. (See EGW Writings End User License Agreement.)

## Further Information

For more information about the author, publishers, or how you can support this service, please contact the Ellen G. White Estate

at mail@whiteestate.org. We are thankful for your interest and feedback and wish you God's blessing as you read.

# Contents


Information about this Book . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . i
Intangamarara . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . iv
Ikigabane ca mbere: Umugararizo . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 5
Ikigabane ca kabiri: Irema . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 8
Ikigabane ca gatatu: Akaga . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 11
Kugeragezwa No Kugwa . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 14
Ikigabane ca kane: Umuti . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 20
Ikigabane ca gatanu: Ukubohorwa . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 25
Ikigabane ca gatandatu: Itegeko Ngenderwako . . . . . . . . . . . . . 34
Ivyagezwe Cumi . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 34
Ihema Ry'ibonaniro Kwisi . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 41
Ikigabane c'lndwi: Umubohozi . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 47
Igikorwa Ca Kristo . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 51
Ikigabane c'umunani: ikimazi c'inkuka . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 56
Uguhemukirwa Kwa Kristo . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 56
Kristo Yumvirizwa N'intahe . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 59
Kubambwa Kwa Kristo . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 64
Ikigabane c'icenda: Urugamba . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 72
Umuzuko . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 72
Iduzwa Rya Kristo . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 77
Ikigabane c'icumi na rimwe: Ubuhakanyi . . . . . . . . . . . . . . . . . 84
Ibanga Ry'umugararizo . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 88
Ikigabane ca cumi na kabiri: Ihema . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 96
Ikigabane ca cumi na gatatu: Ugucungurwa . . . . . . . . . . . . . . . . 99
Irangira Ry'imbabazi . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 99
Igihe C'umubabaro Wa Yakobo . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 101
Ugucungurwa Kwabera . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 103
Ingero Y'abagororotsi . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 105
Ikigabane ca cumi na kane: Urwasomwe . . . . . . . . . . . . . . . . . . 108
Ikimpumbi . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 108
Ukwimikwa Kwa Kristo . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . . 111
Ikigabane ca cumi na gatanu: Intango nshasha . . . . . . . . . . . . . 118

# Intangamarara

Ni gute isi yacu iparangana ukuraho? Ni kuki hariho ukubabara? None ikibi co cazananye he? Mbega hoho kizigera gihera? Ibibazo nk'ibi biratesha umutwe abantu benshi biyumvira. Ubumenyi bwa none ntibufise inyishu yavyo, kandi ubuhinga bw'ivyiyumviro nabwo bufise inyishu nyinshi zidahuza. None twokura hehe Ukuri?

Ibiri muri kino gitabu vyatororokanijwe kandi bitunganywa bikomotse mugitabu cagutse kurusha iki, The Story of Redemption. Umwanditsi waco, Ellen G. White, yari mubanyamerika 100 badasanzwe bo mu bihe vyose mu kinyamakuru Smithsonian mu ngingo y'imbonekarimwe yasohotse mu Gatasi k'Umwaka wa 2015. Ibikorwa vyiwe vyasobanuwe mu ndimi zirfenga 160, ibisumba ivy'uwundi mugore wese yoba yarigeze kubaho ahariho hose. Amamiriyoni yarunguwe n'ivyo yanditse kandi yeretswe.

Inkuru y'lvyiyumviro n'akaryo kawe ko kubikora nawe.

# Ikigabane ca mbere: Umugararizo [4]

Mw'ijuru, imbere y'umugararizo, Lucifer yari umumarayika akomeye kandi ashizwe hejuru, yari yegereye Umwana w'lmana ku cubahiro. Mu maso hiwe, cokimwe no mu maso y'abandi bamarayika, hari harimwo ubugwaneza kandi hagakayanginisha umunezero. Uruhanga rwiwe rwari rurerure kandi rwagutse, vyerekana ubwenge bukomeye. Imero y'umubiri wiwe yari iyitagira agahonzi, igihagararo ciwe cari ic'icubahiro kandi giteye igomwe vy'ikinyabwami. Umuco w'imbonekarimwe wava mu maso hiwe hanyuma ugakayanganira hirya no hino yiwe mu buryo bw'igitangaza kandi uwo muco ukarushiriza kuba mwiza gusumba abandi bamarayika; yamara Kristo, Umwana w'lmana, yaruta kure n'iyo amakoraniro y'abamarayika. Yari umwe na Data imbere y'uko abamarayika baremwa. Lucifer yarifuza ikibanza ca Kristo, maze buhoro buhoro yigarurira gutanga amategeko vyari ivya Kristo gusa.

Abamarayika baremera Kristo nk'umurongozi w'ijuru, ububasha bwiwe hamwe n'bwiwe co kimwe na Data ubwiwe. Lucifer yiyumvira ko ariwe ashimwa mw'ijuru mu bamarayika. Imana yari yamuhaye igihagararo kiri hejuru, mugabo ivyo ntivyamuzanyemwo gushima hamwe no guhimbaza Umuremyi. Yifuza kuja ku nganji y'lmana ubwayo. Yari afise ubwiza bw'akaroruhore kuko yari yarashizwe hejuru. Yar'azi ko yubahwa n'abamarayika. Yari afise igikorwa kidasanzwe co gukora. Yari yarabaye hafi y'Umuremyi akomeye, kandi imishwarara y'urudaca y'umuco izengurutse Imana y'ibihe vyose yari yaramwakiye cane cane we. Yaribaza ukuntu abamarayika bubahiriza amategeko yiwe n'ingoga kandi banezerewe. None impuzu ziwe ntizari umuco kandi zikaba nziza? None kuki Kristo yari kwubahwa ukuraho kumusumba?

Ava hafi y'aho Data ari, atanyuzwe kandi yuzuye ishari kuri Kristo. Anyegeza intumbero ziwe z'ukuri, yikoraniriza abama- [5]
rayika bamukikuje. Amenyesha intumbero yiwe, iyo nayo yari we nyene. Nk'umuntu yarenganijwe, avuga ingene Imana yamufashe nabi hanyuma igakundwakaza Yesu. Akama ababwira kuva

ubwo, umwidegemvyo urimwo umunezero abamarayika bari baragize umunezero wo kubamwo uba uraheze. Kuko iyaba atamukuru yari yarashizwe hejuru yabo wo kubaganza, none ninde baba barahaye icubahiro gisa n'ico umugurano ahereza sebuja?

Ababwira ko yabakoranirije hamwe kugira ngo abereke ko agiye gukora ibishoboka vyose kugira ngo ntiyemere ukwo kwifatirwa kw'uburenganzira bwiwe n'ubwabo; kandi ko bitazosubira gushika aho we yunamira Kristo. Ahubwo ko mugishingo c'ivyo ico cubahiro yohaye Kristo azociha kuko Imana yari ikwiye kukimuha, kandi ko ariwe azoba umugabisha w'ingabo zose zizemera kumukurikira no kwubaha ijwi ryiwe.

Harabaye ukutavuga rumwe gukomeye mu bamarayika. Lucifer hamwe n'abo bafatanije bariko baragerageza gusubira guhinyanyura ukundi gusha Leta y'lmana. Barigometse kubutware bw'lmana.

Abamarayika bari intamuheba kandi ba banyakuri baragerageje kugarukana uyu mumarayika w'umunyenkomezi kandi yagararije kubugombe bw'Umuremyi. Barerekanye mu buryo butomoye ko Kristo ariwe Mwana w'lmana, yahoranye nawe imbere y'uko abamarayika baremwa. Yamye ahagaze i buryo bw'lmana. Ubutware bwiwe burimwo uburwaneza n'urukundo ntivyari bwigere bizamwo amakenga imbere y'aho, kandi ko Atari amategeko y'agakandamizo yatanga ahubwo ko wari umunezero ku ngabo z'ijuru gushira mu ngiro ivyo asaba. Barerekanye ko icubahiro ca Kristo c'imbonekarimwe kitavunguwe kuco Lucifer yari yarahawe. Abamarayika bararira. Baragerageje mu buryo bushimitse kumwereka ko yari akwiye gutana n'ikigazuzo ivyiyumviro vyiwe bibi yadukanye no kwemera kuyoboka Umuremyi.

[6] Barerekanye ko gushika ico gihe ibintu vyose vyari amahoro n'ukutavuguruzanya. None iri jwi ry'umugararizo wo gucanamwo ryava kuyihe mvo?

Lucifer yaranse kwumviriza. Maze ava mu kuba mu bamarayika b'intamuheba abanyakuri ku Mana, hanyuma bemeza ko bari abagurano. Abo bamarayika, b'abanyakuri imbere y'lmana, bahagaze batangaye cane babonye ukugene Lucifer yariko aroranirwa mu twigoro twiwe two kuvyura umugararizo. Abasezeranira intwaro nshasha kandi irusha iyari ihari kuba nziza, iyo nayo ikaba yari kubamwo umwidegemvyo wuzuye. Ibitigiri binini vyarerekanye intumbero yavyo yo kumwemera nk'umurongozi wabo n'umugabisha,

yihenda mu kwibaza ko vuba agiye kuronka abamarayika bose ku-ruhande rwiwe, kandi ko agiye kungana n'lmana ubwayo. Ko maze bose bazumva ijwi ryiwe ryo kugaba ingabo zose zo mw'ijuru.

N'aho nyene abamarayika b'intamuheba ku Mana baramu-gabisha, bamukurira inkoni ku gishitsi ko azobona ingaruka mugihe yonana.

[7] # Ikigabane ca kabiri: Irema

Se n’Umuhungu batangura igikorwa gikomeye, c’akaroruhore bari barateguye-co kurema isi. Isi yavuye mu biganza vy’Umuremyi ari nziza bitangaje. Hariho imisozi n’udutumba hamwe n’ibiyaya, bigenda bikurikirwa n’inzuzi hamwe n’amazi. Isi ntiyari ikiyaya kiri hamwe, mugabo uratiye ijisho yari isa nka hose hagacamwo udutumba n’imisozi, bitari birebire kandi bitagazaguye nk’uko biri uno musi, ariko vyari biringaniye kandi ari vyiza mu mero. Ibitandara bitambaye kandi birebire ntivyigera biboneka, ahubwo vyari musi, nka kurya kw’amagufa mu mubiri niko vyari kw’isi.

Amazi yari yiganje henshi. Udutumba, imisozi hamwe n’ibiyaya bisharijwe n’ibiterwa hamwe n’amashurwe hamwe n’ibiti birebire vyiza vy’uburyo bwose, vyari binini kandi vyiza cane kurusha uko ibiti biri uyu musi. Akayaga kari akatagira agahonzi kandi gatera amagara meza, isi nayo yasa n’ikirimba ciza. Abamarayika barabibona hanyuma bakanezererwa ibikorwa vy’akaroruhore vy’lmana.

Inyuma yo kurema isi hamwe n’ibikoko biri muri yo, se n’Umwana barateje imbere intumbero yabo, yari yarashinzwe imbere y’ukurwa kwa Satani, iyo nayo kwari ukurema ibiremwa bantu bisa nabo. Bari bakoreye hamwe mu kuremwa kw’isi hamwe n’ikintu kizima cose cari kuri yo. Hanyuma Imana ibwira Umwana wayo iti, “Tureme umuntu asa natwe.”

Mu gihe Adamu yava mu biganza vy’Umuremyi wiwe, yari
muremure vy’akaroruhore kandi impande zose z’umubiri wiwe zasa
neza n’izo zihwanye. Imero yiwe yarangwa n’ubwiza kandi itagira
agahonzi. Ibara ry’urukoba rwiwe ntiryari iryera kandi ntiryari
[8] iripfubiranye, ahubwo kari akabiri gasa n’ishurwe ry’iroza kandi
gafise ugukayangana kw’amagara meza. Eva wewe ntabwo yari
muremure kurugero rwa Adamu. Umutwe wiwe washika hejuru
gato y’ibitugu vya Adamu. Nawe nyene, yari afise imero y’umubiri
y’akaroruhore kandi isa mu buryo butagira agahonzi, kandi nziza
cane.

N'aho Imana yari yararemye ibintu bitagira agahonzi mu bwiza, isi yasa n'iyitabuze ikintu na kimwe kugira ngo Adamu na Eva banezererwe, yamara Imana yaraberetse urukundo rwayo ruhambaye mu kuba yarateye akarima kabo kabahariwe.

Babwirizwa kumara umwanya wabo wo gukora igikorwa kiryoshe co gukorera uwo murima, uwundi mwanya nawo batemberana n'abamarayika, bumviriza inyigisho zabo, kandi biyumvira banezerewe. Igikorwa cabo nticari kiruhije mugabo cari giteye umunezero kandi giteye inkomezi. Uwo murima mwiza niwo wari kuba urugo rwabo.

Muri uwo murima Uhoraho yashizemwo ibiti vy'ubwoko bwose kubw'ukuba ngirakamaro n'ubwiza.

Hariho ibiti biremereye kubw'ivyamwa vyavyo vyiza, bimota neza, biryoheye ijisho, kandi bifise akanovera, ivyo navyo Imana yari yagenye ngo bibere ivyokurya uwo muryango wera. Hariho imizabibu iteye igomwe yakura igororotse, ipakiyeko ivyamwa. Cari igikorwa giteye umunezero kuri Adamu na Eva gusobanya amashami y'imizabibu bagakora imiheto myiza igenda ibonekesha ibitutu hasi, ivyo navyo vyatuma biba ibiryoheye ijisho biri kumwe n'ibiti birimwo ubuzima hamwe n'amababi yavyo biriko ivyamwa vyavyo.

Isi yari ifutswe n'umusezero mwiza usa n'icatsi kibisi, mugihe ibihumbi vy'amashurwe amota neza y'ubwoko bwose n'amabara yose yugurukira impande ya Adamu na Eva mu buryo butandukanye
burenze igiharuro. Ikintu akanovera. Hagati muri iryo tongo hari ha- [9]
hagaze igiti c'ubugingo, ubwiza bwaco bwari ubuhambaye gusamba ibindi biti vyose. Ivyamwa vyaco vyari ivyo kubatera kwamaho ibihe vyose. Amababi yaco yarimwo imero yo gukiza.

**Adamu na Eva muri Edeni**-Uwo muryango wera ugizwe na babiri wari uhimbawe cane muri Edeni. Imana yabaha kugaba no kuganza ibintu vyose bizima. Intare hamwe n'umwagazi w'intama vyarakina mu mahoro kandi bitagiriranira nabi iruhande yabo canke bikaryama kubirenge vyabo. Inyoni z'amabara yose n'ubwoko bwose bw'amababa zaragurukaguruka hagati y'ibiti n'amashurwe bikikuje Adamu na Eva, mu gihe akaziki gaherekejwe n'ubwitonzi kasamirana mu biti kagizwe n'amajwi agiriye ku rutonde rwiza baririmba amashimwe ku Muremyi wabo.

Adamu na Eva barajanwa n'ubwiza bw'umuhana wabo wo muri Edeni. Baranezerezwa n'utunyoni duto twaririmbira iruhande yabo, utwo natwo tukaba twambaye amababa akayangana kandi yuzuye Ubuntu, ivyo vyose bikagaragaza ubwiza bwatwo, n'umuziki uryoshe. Uwo muryango wera warifatanya natwo hanyuma ugaheza ugashira amajwi hejuru mu ndirimbo zijanye z'urukundo, amashimwe, hamwe no guhimbaza Data n'Umwana kubw'ibimenyamenya vy'urukundo vyari bibakikuje. Barabona urutonde n'ukutavuguruzanya kw'ivyaremwe, ivyo navyo bikerekana ubushishozi n'ubumenyi vyari ibitagira Iherezo. Bama na ntaryo bavumbura ubwiza bushasha hamwe n'ukuninahara kwari mu muhana wabo Edeni, ivyo navyo bikuzuza imitima yabo urukundo rwimbitse bikongera bikazana kuminwa yabo amashimwe hamwe n'icubahiro k'Umuremyi wabo.

## Ikigabane ca gatatu: Akaga [10]

Hagati mur'iryo tongo, hagufi y'igiti c'ubugingo, hari hahagaze igiti kimenyekanisha ikibi n'iciza. Imana yari yashizeho iki giti neza na neza kugira ngo berekane ikimenyamenya c'ukugamburuka kwabo, no kuyikunda kwabo. Uhoraho ategeka abavyeyi bacu bambere ko badakwiye kurya ku vyamye kuri ico giti, kugira ngo ntibahave bapfa.

Ibabwira ko bashobora kurya uko bagomvye ku vyamye ku biti vyose vyo muri iryo tongo kiretse kimwe gusa, mugabo ko bishitse bakarya ku vyamye kur'ico giti, ata kabuza bazopfa.lgihe Imana ishize Adamu na Eva muri iryo tongo ryiza rya Edeni, bari bafise ikintu cose bari kwipfuza kugira ngo baryoherwe. Mugabo rero Imana, mu migabo yayo irimwo ubushishozi, ihitamwo kubaha urupimo rwo kugamburuka imbere yo kubaha kuba impore ibihe vyose. Bari bafise ugutoneshwa nayo, yaravugana nabo, nabo bakavugana nayo. Yamara ntiyashize ikibi aho badashobora gushika.

Satani yari yemerewe kubagerageza. Batsinze urwo rupimo, bari kuba mu gutoneshwa n'lmana hamwe n'abamarayika bo mw'ijuru ibihe vyose. Satani yarasizwe n'ukwo kuntu gushasha yari agiye kubamwo. Umunezero wiwe wari wagiye. Yararaba abamarayika bari barigeze kunezererwa co kimwe nawe, mugabo bakaba birukananywe nawe mw'ijuru. Hagati yabo hari ukutumvikana, ukutavuga rumwe, hamwe no kwagirizanya kurimwo umururazi. Imbere y'umugararizo wabo ivyo bintu ntivyari bwamenywe mw'ijuru. Satani rero yari yabonye ingaruka mbi z'umugararizo wiwe.Nka hamwe yari gusubira kumera nk'uko yari igihe atagira agatosi, akaba umunyakuri hamwe n'intamuheba, yari gushobora guhebana umunezero ivyo yaburana vy'ubutware bwiwe. Mugabo yari yazimiye! Umugararizo wiwe utagira aho ufatiye, uvuye ku gushaka wari wamushize ahadashobora gushikwa n'ugucungurwa!

Kandi ivyo ntivyari bihagije. Yari yateje abandi umugumuko [11]
hamwe no kuzimira co kimwe nawe nyene-abamarayika, batari bwigere biyumvira kugira amakenga kuntumbero y'ijuru canke ngo

banke kugamburukira ivyagezwe vy'lmana kugeza igihe babishiriye mu bwenge bwabo. Ubu rero bari bahagaze mu kajagari kavuye mu vyizigiro vyasenzwe. Mu gishingo c'iciza gisumba ibindi, bariko baribonerako ingaruka zibabaje zo kugarariza no gukengera ivyagezwe vy'lmana.

Satani ashira kumunzane inzira yiwe-Satani yarahinze umushitsi aravye igikorwa ciwe. We wenyene, yariyumviriye imigabo yiwe yo muri kahise, kubu, na kazoza. Mumugararizo wiwe, ntamvo n'imwe yari kumutera gufata inzira yajanye, yari yishe vyose mu buryo atacizigiro na kimwe cari gisigaye, Atari kuri wenyene gusa ahubwo n'abamarayika benshi nabo nyene badasigaye inyuma, iyo bitaza kuba vyagenze uko bari kuba banezerewe mw'ijuru iyo baguma ari abanyakuri. Ivyagezwe vy'lmana vyashobora gucira iteka, Atari ukubabarira. Iryo hinduka ridasanzwe ry'igihagararo ntiryari ryongereje urukundo rwiwe ku Mana canke Ivyagezwe vyayo vyuzuye ubushishozi kandi bitunganye. Aho satani yamenya neza ata gukeka ko bitagishoboka ko asubira gutoneshwa n'lmana, yaciye ashira kumugaragaro umugambi wiwe mubi harimwo urwanko rwiyongereye hamwe n'ukubishirako umutima bikabije mu buryo bwuzuye bururumba.blmana yar'izi ko umugararizo nk'uwo utisubirako utazoguma ataco ukora. Satani yari agiye gushiraho uburyo bwo kubabaza abamarayika bo mw'ijuru hamwe no kwerekana ko afise ubutware. Kuva ubwo ntiyemerewe gusubira kwinjira amarembo y'ijuru, yari agiye kuza ararindirira murwinjiriro kugira ngo agerageze abamarayika no kugerageza guharira nabo igihe cose binjiye canke basohotse. Yari agiye kurondera gusambura umunezero wa Adamu na Eva. Yari agiye gukora ukwo ashoboye kwose kugira ngo abatere umugararizo, azi ko ivyo vyose bizotera umubabaro mw'ijuru.

[12] Umugambi mubi wo kurwanya umuryango w'umuntu- Satani yabwiye abamukurikiye ibijanye n'imigabo yiwe yo gukura uwo mugabo mwiza Adamu hamwe n'umutambukanyi wiwe Eva ku Mana. Yabona ko nka hamwe yokoresha amayeri akabata mu mutego wo kutagamburuka, Imana yari gushobora gushiraho inzira yotuma baharirwa, gurtyo rero we n'abamarayika baguye bagashobora kuzana imburano z'uko nabo bogirirwa imbabazi hamwe nabo.

Ibi vyanse, bagaca bifatanya na Adamu na Eva, kubera ko bishe ivyagezwe vy'lmana, nabo nyene bakaba biteze uburake bw'lmana

nabo nyene, co kimwe na Satani hamwe n'abamarayika biwe. Uwo mugararizo ukabashira nabo nyene mu nzira y'umugumuko, nka Satani n'abamarayika biwe, bagaheza bakishira hamwe na Adamu na Eva, bakifatira Edeni, bakayigira aho bibera. Hanyuma bashoboye gushika kugiti c'ubugingo kiri hagati mw'itongo, inkomezi zabo, ivyiyumviro vyabo, bigaca bingana n'ivy'abamarayika bera, mbere n'lmana ubwayo ntibe yoshobora kubirukana.

**Adamu na Eva bagabishwa**-lmana yakoranije abamarayika ngo bagire ico bakoze kugira babuze ikibi cari kibahanze gushika. Mu nama yo mw'ijuru abamarayika bo mw'ijuru bari bagiye kugendera Edeni bagaheza bakagabisha Adamu ko yari ahanzwe n'umwansi.

Abamarayika baha Adamu na Eva inkuru y'ingene umugararizo wa Satani n'ukurwa kwiwe vyagenze. Barabamenyesheje mu buryo butagiramwo amakenga ko igiti kimenyekanisha ikibi n'iciza cashizwe mw'itongo kugira ngo ibe inzira berekaniramwo ubugamburutsi bwabo hamwe n'urukundo bakunda Imana. Abamarayika bera bashobora gusa kugumana urugero rwabo ruhanitse kandi rurangwa n'umunezero kubwo kwubaha kwabo, kandi nabo nyene kwari nk'uko. Barashobora kugamburukira ivyagezwe vy'lmana [13]
hanyuma bakaba abanezerewe mu buryo butovugwa, canke kugambarara hanyuma bagatakaza urugero rwabo rwo hejuru hanyuma bakagwa mu kwigunga kutagira icizigiro.

Abamarayika babwira Adamu na Eva ko umumarayika ashizwe hejuru ya bose, yakurikira Kristo mu gihagararo, yanse kwumvira ivyagwezwe Imana yari yashinze ngo bigenge ivyaremwe vyo mw'ijuru. Baravuze ko uwo mugararizo wateje intambara mw'ijuru, iyo nayo yatumye abagarariji birukanwa, kandi umumarayika wese yari yifatanije n'uwo yagiye imbere y'abandi mu gushira amahinyu k'ubutware bwa Yehova ahambaye yarirukanywe mw'ijuru. Uwo mumarayika yaguye yari yamaze gucika umwansi w'ikintu cose Imana n'Umwana wayo bafise nk'ivy'agaciro.

Barabiganiye ko Satani yateguye kubagirira nabi, kandi ko vyari bikenewe kuri bo ko bamera magabo, kuko bashobora guhura n'uwo mwansi yaguye. Naho vyari uko kandi ntiyari gushobora kubagirira nabi mu gihe bakigamburukiye ivyagezwe vy'lmana, kuko bikenewe, umumarayika wose wo mw'ijuru yari kurungikwa avuye mw'ijuru kubafasha hako yogira ico abagira ico ari co cose.

Mugabo ko bagambarariye ivyagezwe vy'lmana, Satani yari guca agira ububasha bwo kubagirira nabi, kubabuza amahoro, hamwe no kubateza ingorane uko ibihe bikurikirana. Mugabo bagumye bahagaze bashikamye ngo ntibatsindwe n'ivyo bagabishijweko vy'ikibi gikomoka kuri Satani, bari kuguma bafise umutekano nk'abamarayika bo mw'ijuru.

Mugabo bahaye urwaho uwubagerageza, ya Mana nyene itarekeye mw'ijuru abamarayika bashizwe hejuru itazobirekera uko. Babwirizwa kwibonerako ingaruka z'ukugararariza kwabo, kuko ivyagezwe vy'lmana vyera nk'lmana ubwayo, kandi bigasaba ubugamburutsi n'umutima wose w'abari mw'ijuru no mw'isi.

[14] Abamarayika baragabishije Eva ngo ntaze atandukane n'umugabo wiwe mu gihe afise utumufatiriye mur'iryo tongo, kuko yari gushobora guhwana n'umwansi yaguye. Ko batandukanye, bazoba bari mukaga cane gusumba bari kumwe.

Adamu na Eva baremeje abamarayika ko batazigera bagambararira itegeko ritomoye ry'lmana. Ko ahubwo ari umunezero wabo urengeye vyose gukora ivy'ubugombe bw'lmana busaba.

## Kugeragezwa No Kugwa

Satani yafashe ishusho y'inzoka maze yinjira Edeni. Ahagarara mu giti kimenyekanisha iciza n'ikibi hanyuma atangura kurya ku vyamwa vyaco asa n'uwiryoheye.

Ubwa mbere, ataco yinona, Eva yatandukanye n'umugabo wiwe igihe yariko arakorera itongo. Amaze kubona ivyabaye, yariyumvamwo ko hashobora kubaho akaga, mugabo n'aho nyene yumva ko ari amahoro, n'aho atari hagufi y'umugabo wiwe. Yari afise ubushishozi hamwe n'inkomezi zo kubona ikibi kiriko kiraza hanyuma ngo aheze ahangane naco. Abamarayika bari baramuciye amahani ngo ntaze yigere abikora. Eva yisanga ariko arihweza ivyamwa vyo ku giti kimenyekanisha iciza n'ikibi yuzuye amatsiko hamwe no kugishima.

Yarabonye ko cari gifise igikundiro, hanyuma atangura kwibaza ingene Imana yababujije kukiryako ata gufyina. Satani yari aronse akaryo. Avugana na Eva nk'aho ashoboye gusoma mu vyiyumviro: "Mbega nivyo ko Imana yavuze ngo, Ntimuze murye ku giti nakimwe co mur'iri tongo?" Yavuganye na Eva mu majambo

yoroshe kandi aryoshe, n'ijwi womenga n'akaziki. Eva yarajegenyuwe no kwumva inzoka ivuga. Ntivyamuje mu bwenge ko uwo ashobora kuba ari wa mwansi yaguye, ariko akoresha inzoka. Yari Satani yavuga, ntabwo yari inzoka. Eva yari yajanywe, [15]
yaryoharyohejwe, yameze amababa kubw'ivyo. lyo aza guhwana n'umuntu, afise ishusho nk'iy'umumarayika akaba asa nabo, yari gushobora kumera magabo.

Iryo jwi ridasanzwe ryari kumusubiza iruhande y'umugabo wiwe kugira amubaze impamvu uwundi muntu yovugana nawe mu mwidegemvyo nk'uko. Mugabo yinjira mu ntambara n'inzoka. Yishura ikibazo cayo: "Turashobora kurya ku vyamye ku giti cose kiri mur'iri tongo; yamara ku vyamye ku giti kiri hagati mw'itongo, Imana yavuze iti: 'Ntimuze mukiryeko, ntimuze munagikoreko, kugira ngo ntimupfe."' Inzoka iramwishura iti, "Haba n'intete ntimuzopfa. Kuko Imana izi ko umusi mwakiriyeko amaso yanyu azihweza, mukaba nk'lmana kuvyo kumenya iciza n'ikibi."

Satani yashaka ko biyumvira ko mu kurya ivyamye kugiti cabuzanijwe bari kuronka ubumenyi bushasha kandi bw'agahebuza kurusha ubwo bari basanganywe. Iki cari igikorwa kidasanzwe kandi gishika ku ntumbero cane, kuva igihe yarwa-gushikana abantu kwinjira mu mabanga y'ubuzima bw'lmana Nyen'inkomezi no kutanyurwa n'ivyo yahishuye, hamwe no kutigengesera ngo bagamburukire ivyo yashinze. Agomba guteza abantu kugarariza ivyagezwe vy'lmana hanyuma abateze kwizera ko bariko barinjira ahantu h'ubumenyi bw'akaroruhore. Uku n'ugupfa gufata ibintu uko bitari, kandi n'ubuzimire bubabaje.

Bananirwa gutahura ivyo Imana yahishuye, hanyuma bagakengera amategeko yayo aboneka hanyuma bakipfuza ubushishozi butarimwo Imana, barondera gutahura ivyo yatoranije kutereka abantu bapfa. Banezerezwa vy'akaburarugero n'ivyiyumviro vyabo vy'iterambere hanyuma bagahendwa n'ubwenge bwabo butagiramwo ikintu na kimwe, yamara bakadandabagirana mu gicugu c'umwijima iyo hageze kukumenya kw'ukuri. mu gicugu [16]
c'umwijima iyo hageze kukumenya kw'ukuri. Ntibwari ubugombe bw'lmana ko uwu muryango utagira icaha umenya ikibi na kimwe. Yari yabahanye umwidegemvyo iciza ariko ntiyabaha ikibi. Eva yibaza ko amajambo y'inzoka arimwo ugushishoza, hanyuma yemera ivyo umugwanizi afatiye hamwe ngo, 'Haba n'intete ntimu-

zopfa. Kuko Imana izi ko umusi mwakiriyeko amaso yanyu azuguruka mukihweza, mukaba nk'lmana kuvyo kumenya iciza n'ikibi.' Ibi navyo vyari ukugira Imana umubeshi. Satani yemeje ashimitse ko Imana yabahenze kugira ngo ntibashike ku rugero rwo kungana nayo. Imana yari yaravuze iti, nimwakiryako muzopfa. Inzoka nayo iti, nimwakiryako, "haba n'intete ntimuzopfa."

Umuhendanyi yemeje Eva ko agiheza kurya ico camwa aca aronka ubumenyi bwo hejuru bushasha bumutera kungana n'lmana. Yamusavye kumuraba. Yavuze ko imvo yatumye aronka ububasha bwo kuvuga ari ukubera ko yariye kugiti kimenyekanisha iciza n'ikibi Imana yababujije. Yamubwiye ko Imana ijambo yavuze itazorishitsa. Yerekana ko ari iterabwoba no kubabuza iciza gisumba ibindi. Arongera kandi ati none ntimwariye kugiti c'ubugingo kibatera kugumaho ibihe vyose? Aramubwira ko Imana iriko irabahenda ngo ntibashikire urugero rwo hejuru rwo kubaho hamwe n'umunezero wo kurwego rwo hejuru.

Umuhebdanyi aramura icamwa araheza agihereza Eva. Aragitora mukiganza ciwe. Uwo mubeshi ati ubu rero, mwari mu bujijwe no kutanagikorako kugira ntimupfe. Amubwira ko aza kubona ko ataho bihwaniye n'ikibi hamwe n'urupfu mu kurya kurusha gukorako no kugaragura ico camwa. Eva arindishijwe kubera atari yumvise ibimenyetso ubwo nyene ko Imana ibabaye. Aca yiyumvira ko amajambo y'umuhendanyi abwirizwa kuba ariyo arimwo ubwenge kandi ari ay'ukuri. Ararya, kandi anezerererwa ico camwa. Casa n'aho kiryoheye ururimi, yiyumvira ko we ubwiwe yiyumvisemwo ibiterwa n'ico camwa.

[17] **Eva ahindutse Umugerageji**-Yamura kuvyamwa vyo kur'ico giti ararya, yiyumvira ngo ariko yiyumvamwo inkomezi zizana ububasha zo kubaho gushasha ziri kurugero rwo hejuru biciye mu kumira ibivuye mu bwaku bw'igiti cabuzanijwe. Yari aryohewe bidasanzwe kandi vy'indengakamere aho yaje kuraba umugabo wiwe mu biganza vyiwe hari vya vyamwa vyo ku giti cabuzanijwe. Amubwira ivy'ubwenge inzoka yamubwiye, kandi yagomba kumujana ubwo nyene kugiti kimenyekanisha iciza n'ikibi. Aramubwira ati nakiriyeko, mu gishingo co kwiyumvamwo urupfu, yiyumvisemwo uburyohe n'umunezero w'akaburarugero. Ubwo nyene Eva agiheza kwica amategeko, yciye acika igikoresha

c’ikinyenkomezi Satani yaciyemwo kugira ngo umugabo wiwe nawe arwe.

Adamu atahura neza cane ko umutambukanyi wiwe yari yishe icagezwe kimwe rudende Imana yari yabahaye kugira ngo ishire ku munzane ubwizigirwa n’urukundo rwabo. Eva yibaza ko ivyo inzoka yari yavuze ngo haba n’intete ntimuzopfa ari vyo, kandi ko amajambo yayo abwirizwa kuba ari ay’ukuri, kuko ntakimenyetso cerekana ukubabara kw’lmana cahabaye, ahubwo ko yumva muri we ubwaku burimwo uburyohe, nk’uko yibaza ko abamarayika bari.

Adamu yaricujije kubona Eva yamuvuye iruhande, mugabo rero akaba kari kabaye. Yabwirizwa gutandukana n’uwo ubutambukanyi bwari bwamubereye ubw’urukundo. Yaribaza ati: “Ni gute noreka ngo ibi bibe?” Urukundo rwiwe kuri Eva rwari rukomeye cane. Mugucika intege binonosoye ahitamwo gusangira nawe inkurikizi. Yariyumviriye abona ingene Eva yari kimwe mu bimugize, kandi ko nimba abwirizwa gupfa, nawe abwirizwa gupfana nawe, kuko atari kwihanganira iciyumviro co gutandukana nawe.

Yabuze ukwizera Umuremyi wiwe nk’umunyembabazi kandi w’umunyabuntu. Ntiyiyumviriye ko Imana, yari yamuremye [18]
imukuye mu mukungugu wo hasi akamugira muzima yari gushobora gushiraho umusubirizi. Inyuma ya vyose yaribaza ati, “ubwo ntiwosanga amajambo y’irya nzoka ari ay’ukuri?” Eva yari ahagaze imbere yiwe, akiri uw’igikundiro kandi mwiza kandi asa n’aho atakimwagira nk’uko yar’ari imbere yo kugarariza. Yamwereka urukundo rusumba kandi ruri hejuru gusumba igihe atari bwagararize, yemeza ko ivyo vyavuye mur’ukwo kurya ico camwa. Ntabimenyetso vy’urupfu yabona muri we.

Aca afata ingingo yo kubita mu rudubi. Atora mubiganza vya Eva, n’ingoga na n’ingoga, vya vyamwa ararya, hanyuma kurya kwa Eva, ntiyiyumvamwo ubwo nyene ingaruka mbi zavyo.

**Umwidegemvyo wo guhitamwo w’umuntu**-lmana yari yabwiye abavyeyi bacu bambere ibijanye n’igiti kimenyekanisha ikibi n’iciza, bari bazi vyose vyerekeye ukurwa kwa Satani hamwe n’akaga ko kwumviriza ivyiyumviro. Imana ntiyabimye ububasha bwo kurya kugiti yababujije. Yabasize bameze nk’abantu bafise uburenganzira bwo kwizera Ijambo ryayo, wubahiriza ivyagezwe vyayo, no kubaho, canke kwizera umugerageji, bakagambarara, hanyuma bakarimbuka.

Urukundo rw’akaroruhore hamwe n’amahoro hamwe n’umunezero uryoshe vyabavuyeko, hanyuma mu gishingo cavyo haza ukubura ikintu biza kuribo mu buryo batari bwigere babona imbere y’aho. Hanyuma ubwa mbere bashira akatuzo kabo kubiri hanze. Ntibari bambitswe impuzu ahubwo bari batwikiriwe n’umuco nk’uko ibiremwa vyo mw’ijuru vyari. Uwo muco wari ubatwikiriye wari wagiye. Kugira ngo bikureko ico kigumbagumba c’ukubura ikintu no kwambara ubusa biyumvamwo, barondera ubwoko runaka bw’umwambaro ku mibiri yabo. Kuko none, ni gute bari guhangana n’ijisho ry’lmana hamwe n’abamarayika batambaye?

[19] Satani umunezero wari wamurenze kubw’iyo ntsinzi. Yari yagerageje umugore ngo ntiyizere Imana, gushira amahinyu mu bwenge bwayo, no kugerageza kunyengetera imigabo yayo yuzuye ubwenge bwose. Biciye muri we yari yatembeje Adamu, kubw’urukundo yari afitiye Eva, agambararira itegeko ry’lmana barwana nawe. Uhoraho agendera Adamu na Eva araheza ababwira ingaruka z’umugararizo wabo. Uko bumva ukwegereza guhambaye kw’imirindi y’lmana, bagerageza kwinyegeza ngo ntibahange amaso uwo bahora banezererwa guhura nawe igihe bari bakiri mu kutamenya ikibi no mu kuba abagorotsi. “Uhoraho Imana ahamagara uwo muntu, aramubaza, at’uri hehe? Aramwishura, ati Numvise ijwi ryawe mw’itongo, ndatinya kuko ndi gusa, ndinyegeza. Aramubaza, ati Ni nde yakubwiye ko wambaye ubusa? Mbega nti wariye kuri ca giti nakubujije kuryako?”

Uhoraho yabajije iki kibazo, atari kubera ko yari ikeneye kumenya amakuru, ahubwo kugira ngo yemeze uwo muryango wa babiri. Ni gute mwamaramaye mukagira ubwoba? Adamu aremanga ko yagararije, atari kubera ko yihanye ukugarariza kwiwe gukomeye, ahubwo ari ukugira ngo ate impane ku Mana. “Umugore wampaye ngo tubane, ni we yampfaye ku vya ca giti, ndarya.” Imana iherako ivugana n’umugore: “lco wakoze ico n’igiki?” Eva yishura ati, “Inzoka yampenze, ndabirya.”

**Umuvumo**- Uhoraho araheza avugana n’inzoka ati: “K’Ukoze ivyo, ubaye ikivume mu bitungano vyose no mu bikoko vyose vyo mw’ishamba: uzohora ukwega inda hasi, uzorya umukungugu imisi yose y’ukubaho kwawe.” Nk’uko inzoka yari yarashizwe hejuru y’ibindi bikoko vyo mw’itongo, yari igiye gukoroka ikaba munsi yavyo hanyuma ikankwa urunuka n’abantu, kubera yabaye

inzira satni yakoreyemwo. Imana iraheza ibwira Adamu iti, “Ko wumviye ijwi ry’umugore wawe, ukarya ku giti nari narakubujije, nti Ntuze ukiryeko: uzaniye ivu umuvumo; uzokwama urya ibirivamwo ubiruhiye, imisi yose y’ukubaho kwawe; rizohora rikumerera imikere n’ibitovu, ariko uzotungwa n’ibirimano vyo mu ndimiro; kwirirwa urabira akuya ni kwo kuzohesha ivyo kurya uz’urinde usubira mw’ivu, kuko ari ryo wakuwemwo: ur’umukungugu, kand’umukungugu ni wo uzosubiramwo.” [20]

Bari bahejeje kumenyeshwa ko urugo rwabo Edeni barutakaje. Bari bemeye ubuhendanyi bwa satani hanyuma bemera amajambo ya Satani, ko Imana ishobora kubesha. Biciye mur’ukwo kugaba kwabo bari bugururiye inzira Satani ngo abashikire mu buryo bworoshe, ntivyari kuba umutekano kuri bo kuguma mw’ltongo rya edeni, mu kuba bamaze kuba mu caha hanyuma bagashika ahari igiti c’ubugingo hanyuma bakabandanya ubuzima bw’icaha. Baraboboteje Imana ngo bemererwe kugumayo, naho bemera ko batakaje uburenganzira bwo kuba mu munezero wa edeni. Barasezeranye ko muri kazoza bari kugamburukira Imana imbere muri bo. Babwirwa ko ukurwa kwabo bava ku kubaho atakibi kibagira ntankomezi bari bungutse, bari bagiye rero kegenda bagira inkomezi nkeya ivyo navyo bikaba bitabemerera kuguma ari abanyakuri n’intamuheba mu gihe bamaze kumenya ko batsinzwe. Bumvise buzuye mu buryo bwimbitse kurusha ibihe vyose umubabaro no kwicuza. Niho rero batahura ko ingero y’icaha ari urupfu.

Abamarayika baratumwe ubwo nyene kuja gucungera inzira igana kugiti c’ubugingo. Wari umugambi Satani yari yarize w’ukugeneAdamu na Eva bashobora kugambararira Imana, bagashikirwa n’uburake bwayo hanyuma bakarya ku giti c’ubugingo, kugira ngo babandanye ubuzima bw’icaha. Mugabo rero abamarayika bera bararungitswe kuzibira inzira yobajana ku giti c’ubugingo. Hirya no hino n’abo bamarayika harasagirana imishwarara y’umuco impande zose, ivyo navyo bikaboneka nk’inkota zica ibibatsi.

[21] # Ikigabane ca kane: Umuti

Umubabaro waruzuye ijuru, igihe bose babona ko umuntu atakaye kandi isi Imana yaremye yuzuye abantu bapfa baraririwe n'ubutindi, uburwayi n'urupfu, atasaganirizo ryo gucika umwansi. Umuryango wa Adamu wosevyari itegeko ngo upfe.

Yesu nawe ni kwo kumenyesha ingabo zo mw'ijuru ko icanzo cakorewe umuntu gihari. Ababwira ko yamye yinginga Se kandi ko yatanze ubugingo bwiwe nk'ikimazi. Ko agiye kuzemera gucirwa urubanza rwo gupfa rukaba kuri we, kugira ngo biciye muri we ibiremwa bantu bihabwe ikigongwe. Biciye muco amaraso yiwe ashoboye, hamwe no kugamburukira amategeko y'lmana, bashobore kuronka ugutoneshwa n'lmana maze bazanwe mur'iryo tongo rya Edeni hanyuma basubire barye kugiti c'ubugingo. Yesu yugururira imbere yabo umugambi w'agakiza. Ababwira ko azohagarara hagati y'ishavu ryinshi rya Data hamwe n'abantu bacumuye, kandi ko aziremeka ibigabitanyo hamwe no kurakirwa, kandi ko bake gusa aribo bazomwakira nk'Umwana w'lmana. Hafi bose bazomwanka bakamwiyamiriza. Ko azosiga icubahiro ciwe cose mw'ijuru, akaboneka kw'isi nk'umuntu, akicisha bugufi, kugira nk'umuntu, amenye biciye mu buzima azobaho ukugeragezwa abantu baronka, kugira ngo amenye uko akwiye gufasha abageragezwa. Hanyuma, inyuma y'igikorwa ciwe nk'umwigisha kizorangirira, akwiye gushirwa mu biganza bibi hamwe no kwibonerako hafi ububisha bwose hamwe n'umubabaro wose Satani hamwe n'abamarayika bazoshobora guteza abantu b'abanyakibi. Agapfa urupfu rubi gusumba izindi mpfu zose, akamanikwa hagati y'amajuru n'isi nk'umubisha w'umunyavyaha hamwe n'umubabaro w'amasaha ateye ubwoba no kuba ku mpfiro ivyo n'abamarayika batohanga amaso, ahubwo bazohisha amaso yabo ngo ntibabibone. S'umubabaro usanzwe w'umubiri, ahubwo n'umubabaro wo
[22] mu bwenge, udashobora kuronka ingene wowugereranya n'ubundi bubabare bw'umubiri. Uburemere bw'ivyaha vy'isi yose buzoba kuri we. Arababwira ko azopfa hanyuma azuke k'umusi ugira gatatu,

hanyuma akaduga akaja kwa Se kugira ngo avuganire ibiremwa bantu b’intumva kandi b’abatsindwa.

Inzira imwe rudende ishoboka y’agakiza- abamarayika baramwunamiye. Batanga ubuzima bwabo. Yesu arababwira ko kubw’urupfu rwiwe azokiza benshi, ariko ko urupfu rw’umumarayika rudashobora kugira umwenda rwishura. Ubugingo bwiwe gusa nibwo Se yari kwemera nk’impongano y’umuntu. Inyuma ya vyose, abo yacunguye bazobana nawe, kandi kubw’urupfu rwiwe azocungura benshi maze arimbure Satani, uwo nawe akaba afise ububasha ku rupfu. Hanyuma Se akamuha ubwami hamwe n’ubukuru bw’ubwami buganzwa n’ijuru, akabwakira ibihe n’ibihe. Satani hamwe n’abanyavyaha bakarimburwa, kugira ngo ntibaze basubire kubuza mahoro ijuru canke isi nshasha yatunganijwe.

Mugabo ahereza abamarayika igikorwa cabo, kuduga no kumanuka bafise ubufasha butera inkomezi buvuye mu bwiza bwo gutezurira Umwana w’lmana hamwe no kurinda abiwe b’ubuntu ngo abamarayika babi hamwe n’umwijima Satani aguma atera hirya no hino yabo. Ntivyari gushobokera Imana gutezura canke guhindura ivyagezwe vyayo ngo ikize abazimiye, abanyavyaha bagiye kurimbuka. Gurtyo rero, yeremeye Umwana wayo arapfa azira ibigabitanyo vyabo.

Satani yaranezerewe hamwe n’abamarayika biwe kubona ko mu guteza kurwa k’umuntu yari agiye gushobora guhanura Umwana w’lmana akamukura kw’ijunja ryiwe riri hejuru. Abwira abamarayika ko Yesu niyambara kamere y’umuntu yaguye azoshobora kumurusha ububasha maze agaca abuza umugambi w’agakiza gushika ku ntumbero.

wovugwa Adamu na Eva bava mw’itongo ry’igikundiro aho bari [23]
bibereyeho mu munezero kugeza igihe bagarariza itegeko ry’lmana. Icuka kirahinduka. Ntivyari ibintu bidahindagurika, nk’uko vyari imbere y’icaha cabo. Imana yabambitse urukoba rw’ibikoko kugira ngo ibakingire igikonyozi hamwe n’ubushuhe bari bahanganye navyo.

**Itegeko ridahinduka ry’lmana**-ljuru ryose ryaragandaye kubw’umugararizo hamwe n’ukurwa vya Adamu na Eva ivyo navyo bikaba vyazanye uburake bw’lmana ku bantu bose. Baciye bacibwa k’ukwama barabonana imbonankubone n’lmana maze basukwa mubutindi butagira ivyizigiro.

Itegeko rya Yehova, umushinge w'intwaro yiwe mw'ijuru no kw'isi, ryari iryera nk'lmana ubwayo, kandi kubw'iyo mpamvu Imana ntiyari kwemera ubugingo bw'umumarayika nk'ikimazi gitewe no kuryica. Amategeko yiwe arahambaye mu maso hayo kurusha abamarayika n'intebe yayo y'ubwami. Data ntiyari kuvanaho canke guhindura ingingo n'imwe yo mu vyagezwe vyayo kugira ngo ihwane n'abantu mu kurwa kwabo. Mugabo Umwana w'lmana, uwo nawe ari kumwe na Data bari bararemye abo bantu, niwe yashobora kuba impongano yemerwa n'lmana, mu gutanga ubugingo bwiwe nk'ikimazi no gushobora kwihanganira uburake bwa Data. Abamarayika bamenyesha Adamu ko, kubera ko icaha ciwe cazanye urupfu hamwe n'ububi, ikimazi ca Yesu Kristo arico kizozana ubugingo hamwe n'ukudapfa mu muco.

**Kubona kazoza**-lmana yahishuriye ibihe bihambaye vya kazoza Adamu, ihereye ku kwirukanwa kwiwe gushika ku mwuzure, no gushika imbere gushikana kukuza kwa mbere kwa Kristo kw'isi. Urukundo rwayo kuri Adamu hamwe n'uruvyaro rwiwe rwari rugiye gutera ko Umwana w'lmana amanuka kugira ngo yabire imero y'umuntu, gurtyo rero, biciye mu kwisiga ubusa, ashire hejuru
[24] abazomwizera bose. Ikimazi nk'ico kikagira agaciro gahagije ko gukiza isi yose. Mugabo ko bake gusa aribo bazemera Agakiza bazaniwe biciye mu kimazi gitangaje kur'urwo rugero. Igitigiri kinini batazemera guhuza n'ibisabwa kuri bo kugira ngo bakire Agakiza kiwe gahambaye. Bahitemwo icaha no kugarariza ivyagezwe vy'lmana mu gishingo co kwihana no kugamburuka, mu kwisunga ukwizera ivyo ico kimazi catanze. Iki kimazi cari ic'agaciro katagira aho kagarukira ku buryo gishoboye gutuma uwuzocemera wese aba uw'agaciro gusumba inzahabu yakuweko inkamba.

**Ishikanwa ry'inkuka**-Aho Adamu yatanga ikimazi c'icaha ahabe uburongozi budasanzwe bw'lmana, vyari ibirori biteye umubabaro gusumba ibindi vyose kuri we. Ikiganza ciwe vyari ngombwa ngo cake ubugingo ikiremwa, kandi Imana yonyene ariyo ishoboye gutanga ubugingo, hanyuma agatanga inkuka y'icaha. Bwari bubaye ubwa mbere abona urupfu. Ariko araraba ukuvirirana kw'igikoko yacumise, kiriko gisambagirika kiri ku mpfiro, vyari ngombwa ko arangamiza mukwizera Umwana w'lmana, uwo

nawe akaba ari we ico gikoko kigereranya, kuko yabwirizwa gupfa nk'ikimazi c'abantu.

lyo nkuka yatangwa nk'ishikanwa, Imana yari ishizeho, yari igiye kuba ikimazi camaho cibutsa Adamu ikosa ryiwe hamwe no kwihana yemanga icaha ciwe. Iki gikorwa co kwaka ubuzima ikiremwa cahaye Adamu ugutahura kwimbitse kandi gutomoye kw'umugararizo wiwe, ukwo nakwo kukaba ata kindi kwari Atari urupfu rw'Umwana w'lmana kugira ngo guhanagurwe. Yaratangajwe n'ubwiza hamwe n'urukundo rutoronka ico rugereranywa vyashoboye gutanga impongano nk'iyo yo gucungura umunyavyaha. Mu gihe Adamu yariko arica igikoko kitagira ico cagirizwa, vyasa n'aho kuri we yariko arasesa amaraso y'Umwana w'lmana akoresheje ikiganza ciwe bwite. Aca amenya ko iyo aza kuguma ari intamuheba ku Mana hamwe n'ivyagezwe vyayo, ntihari kwigera haba urupfu rw'ibikoko canke abantu. Yamara n'aho vyari uko, mu rutonde rwo gutanga ibimazi, urwo narwo rukaba rwerekeza [25]
ku kimazi kitagira agahonzi kandi gihambaye c'Umwana w'lmana bwite, harabonetse inyenyeri y'ivyizigiro yo kuzana umuco kuri kazoza karimwo umwijima kandi kabi, ivyo navyo bigatezura ukutagiramwo ivyizigiro kwako no kuba kazoza karimwo ivyasambutse gusa.

Mu ntango umutwe wese w'umuryango wose yafatwa nk'umurongozi hamwe n'umuherezi w'urugo rwiwe. Inyuma y'aho, uko abantu bagwira kw'isi, abantu bagenywe n'ijuru barakora ico gikorwa co gutanga inkuka kubw'abantu. Ubwenge bw'abanyavyaha bwabwirizwa guhuza amaraso y'ivyo bikoko n'amaraso y'Umwana w'lmana. Urupfu rw'igikoko ata na kimwe kicagira rwari urwo gushinga intahe ko ingero y'icaha ari urupfu. Biciye mu gikorwa co gutanga ikimazi, abanyavyaha baba bemanze icagiriji cabo hanyuma bakerekana ukwizera kwabo, biteze kuzobona ikimazi gihambaye kandi kitagira amahinyu c'Umwana w'lmana, ico naco kikaba arico ibikoko vyicwa vyagenekerezako. Hatabayeho guhongerwa n'Umwana w'lmana ntihashobora kubaho guhabwa umugisha canke Agakiza biva ku Mana bihabwa abanyavyaha. Imana ntamukino yarimwo kuvyo gushira hejuru iteka ry'ivyagezwe vyayo. Ukugarariza ivyagezwe kwazanye ugutandukana guteye ubwoba hagati y'lmana n'umuntu. Imana yemeye ko Adamu ataramenya ikibi ahura n'Umuremyi wiwe im-

bonankubone, mu mwidegemvyo kandi mu munezro. Inyuma y'umugararizo wiwe, Imana yari igiye kuvugana n'abantu iciye kuri Kristo n'abamarayika bayo.

# Ikigabane ca gatanu: Ukubohorwa [26]

Na ntaryo Imana yamana ubwoko bwayo, n'iyo boba bari kurushi kure n'iyo ugereranije n'abayigararije. Nk'akarorero, abantu umunani bonyene-Nowa n'umuryango wiwe-binjiye mu bwato Imana yabwiye Nowa ngo yubake bube ubuhungiro bwo gukira umwuzure. Enoki yagendanye n'lmana mu bihe hari uguhakana Imana ku rugero runini. Imana yahamagaye Aburahamu ngo ave aho yavukiye hanyuma aje i Kanani. Abamukomotesko, bahavuye bamenyekana nk'Abisirayeli, babayeyo kugeza amapfa abajanye muri Egiputa, aho bahavuye bahindukira abagurano. lyi nkuru iratangaje y'ingene Imana yabohoye abari babaye mu buja bw'Abanyegiputa imyaka irenga igihumbi imbereya Kristo.

Imyaka myinshi abana ba Isirayeli bari mu buja bw'abanyegiputa. Imiryango mike gusa niyo yari yaramanutse ija muri Egiputa, mugabo bari bamaze kurwira. Kandi bitewe n'uko bari bakikujwe n'abasenga ibigirwamana, benshi baratakaje ukumenya Imana y'ukuri hanyuma bibagirwa ivyagezwe vyayo. Baraheza bifatanya n'abanyegiputa mu gusenga izuba, ukwezi n'inyenyeri kwabo, hadasizwe inyuma ibikoko hamwe n'ibishushanyo, ibikorwa vy'amaboko y'abantu.

Yamara mu Baheburayo hariho bamwe bagumanye ukumenya Imana y'ukuri, Umuremyi w'ijuru n'isi. Abagumyeari intamuheba barahamwe, mu mubabaro wabo bararira baririra Uhoraho ngo ababohore abakura mu buja bw'Abanyegiputa, aho bashobora guhurira n'ugusenga ibigirwamana hamwe n'ubwaku bwanduza bwari bubakikuje.

N'aho Abisirayeli bari barandujwe n'ugusenga ibigirwamana, ab'intamuheba bagumye bashikamye. Ntibari bahevye ukwizera kwabo, ahubwo baremenga icese imbere y'Abanyegiputa ko bakorera Imana imwe y'ukuri kandi iriho. Babisubiramwo ibi- [27]
menyamenya vy'ukubaho kw'lmana hamwe n'ubushobozi bwayo bubonekera mu vyaremwe. Abanyegiputa bari bafise akaryo ko kumenya ukwizera hamwe n'lmana y'Abaheburayo. Bari baragerageje

kuzimanganya imyizerere y’intamuheba zasenga Imana y’ukuri, kandi barababara kubona batashoboye, vyaba biciye mw’iterabwoba, vyaba gusezeranirwa ingabirano, canke mbere n’ugutwazwa ituntu.

Abami babiri ba nyuma bari bagiye kungoma ya Egiputa batwaza umukazo bari baramereye nabi cane Abaheburayo. Abakurambere b’Abisirayeli bari barageragеje gutera intege abari bafise ukwizera kwariko kurasoma nturi kw’Abisirayeli mukubibutsa isezerano ry’lmana kuri Aburahamu hamwe n’amajambo ya gihanuzi ya Yosefu gato imbere y’uko apfa, avuga bitaraba ko bazobohorwa bakava muri Egiputa. Bamwe baravyumvise kandi baranavyizera. Abandi nabo baraba ayo bagowe hanyuma ntibizere.

Farawo yishima avuga ko akeneye kubona ingene Imana yabo ishobora kuza kubakura mu biganza vyiwe. Ayo majambo yarasenyuye ivyizigiro vya benshi mu b’lsirayeli. Uko ibintu vyari bimeze vyaboneka nk’uko umwami n’abahanuzi biwe bari bavuze. Bari bazi ko bafatwa nk’abaja kandi ko babwirizwa kwihanganira urugero urw’ari rwo rwose rw’ugutwazwa ituntu basebuja n’ababagaba bashobora kubashirako. Abana babo b’abahungu barahizwe baricwa. Ubuzima bwabo ubwabo wari umutwaro, kandi bizera bakongera bagasenga Imana yo mw’ijuru.

Hanyuma rero barateba bigereranya n’Abanyegiputa, batizera namba mu Mana nzima ifise ububasha bwo gukiza canke kurimbura. Bamwe bo muri bo basenga ibigirwamana, ibishushanyo bibajwe
[28] mu biti n’amabuye, mu gihe abandi bahisemwo gusenga izuba, ukwezi, hamwe n’inyenyeri. Yamara bari bateye imbere kandi batunze. Maze Abaheburayo bamwe biyumvira ko nimba Imana isumba izindi mana zose, ntiyari kubareka ngo babeho ari abaja bajakariye ihanga risenga ibigirwamana.

Igihe cari kigeze kugira ngo Imana yishure amasengesho y’abantu bayo bakandamijwe no kubakura muri Egiputa ibakujeyo ibimenyetso vy’inkomezi vyerekana ubushobozi bwayo ku buryo Abanyegiputa bazemera ko Imana y’Abaheburayo, abo bari baragaye, iri hejuru y’izindi mana zose. Imana yari igiye gushira hejuru izina ryayo, kugira ngo ayandi mahanga aze yumve ivy’ubushobozi bwayo kandi ahinde agashitsi kubw’ivyo bikorwa vy’inkomezi, kandi kugira abantu bayo, babonye ibikorwa vyayo bitangaje, bashobore guhindukira rwose bave mu gusenga ibigirwamana maze bahereko bayisenge mu buryo butagira amahinyu.

Mu kubakura muri Egiputa, Imana yarerekanye mu buryo butomoye kubanyegiputa bose imbabazi zayo zidasanzwe ku bantu bayo. Kubera ko Farawo ata yindi nzira yari kunyurwamwo, Imana yabonye ko bikwiye guca imanza zayo kuri we, kugira ngo amenye biciye mubikorwa bibi ko ubushobozi bw'lmana buri hejuru y'ubundi bwose. Yari igiye gutanga ibimenyamenya bitomoye kandi bidaharirizwa ku mahanga yose vyerekana ubushobozi bwayo hamwe n'ubutungane bwayo, kugira ngo izina ryayo ritangazwe mw'isi yose. Imana yashaka ko ukwo kwerekana ubushobozi bwayo bukomeza ukwizera kw'ubwoko bwayo, kandi ko n'abazobakomokako bazosenga mu bwizigirwa yonyene yabakoreye utwumiza twuzuye imbabazi.

Inyuma y'icagezwe ca Farawo gisaba abantu gufyatura amatafari badafise ubwatsi, Mose yamutangarije ko Imana, iyo yigira ngo ntazi, igiye kuzomutuma amanika amaboko hanyuma akemera [29]
ubushobozi bwayo nk'Umutware ari hejuru ya bose.

**Ivyago**-lbitangaza vyo guhindura inkoni inzoka hamwe n'uruzi amaraso ntivyanyiganyije umutima ukomantaye wa Farawo kugira ngo areke Isirayeli igende, ahubwo vyamugwirije urwanko yanka Abisirayeli. Igikorwa c'abanyamareba camushikanye k'ukwibaza ko Mose yakoze ivyo bitangaza kubw'amareba. Yamara rero, icago c'ibikere gikuweho, yaronse ibimenyamenya birengako ko atari uko yavyibaza. Imana yari gushobora kubikuraho bikazimangana maze bigacika umukungugu mu kanya isase, mugabo ntiyabikoze uko, kugira ngo inyuma yo gukurwaho vyavyo, umwami hamwe n'Abanyegiputa ntibahave bavuga ngo vyavuye mu mareba, nk'uko igikorwa c'abanyamareba kiri. Ivyo bikere vyarapfuye, hanyuma abantu batangura kubirunda mu birundo. Barashobora kubona biriko birabora imbere yabo, ivyo navyo bigatera ko akayaga katari keza muri Egiputa. Aha umwami hamwe n'Abanyegiputa bari bafise ibimenyamenya ko ivyiyumviro vyabo bigaragara bidashobora kubironkera insiguro, ko ico gikorwa atari amareba ahubwo ari urubanza ruvuye ku Mana yo mw'ijuru.

Abanyamareba ntibashobora kuzana imibu, iyo nayo ikaba ari yo yakurikiye mu vyago. Imana ntiyabemereye ko binaboneka kuri bo canke kubanyegiputa bashobora gutuma haboneka icago c'imibu. Yakuyeho urwitwazo rwose Farawo yari afise rwo kutizera. Yateye n'abanyamareba ubwabo kuvuga ngo: "uru n'urutoke rw'lmana."

Haciye hakurikira icago c'amasinzi y'ibibugu. Ntizari nka za sazi zitubuza amahoro mu biringo bimwe bimwe kandi ata rwara zituriye. Ahubwo, ibibugu Imana yazanye kuri Egiputa vyari binini binini kandi bifise ubumara. Imboyi zavyo zarababaza baba abantu vyaba n'ibikoko. Imana ishira itandukaniro hagati y'ubwoko bwayo
[30] n'abanyegiputa maze ntiyemerera ko hagira ikibugu na kimwe kiboneka aho baba.

Uhoraho araheza rero arungika icago c'indwara y'akaryama mu masho yabo, mugabo ubwo nyene iziguriza amasho y'Abaheburayo, ku buryo ata na rimwe mu matungo yabo yapfuye. Hanyuma haza icago c'ibihute haba ku bantu haba no kubitungano, kandi abanyamareba ntibashoboye kuvyirinda. Uhoraho aca arungika kuri Egiputa icago c'uruvange rw'urubura ruvanze n'umuriro, harimwo n'imiravyo mbere n'imituragaro. Ikiringo icago cose kizomara catangwa imbere y'uko gishika, kugira ngo ntihagire n'umwe avuga ngo vyashitse ku gihamana. Uhoraho yeretse Abanyegiputa ko isi yose iri musi y'itegeko ry'lmana y'Abaheburayo-imituragaro, urubura, hamwe n'igihuhusi vyumvira ijwi ryayo. Farawo, wa mwami w'umunyabwishime yari yigeze kubaza ngo: "Uhoraho ni nde, kugira ngo numvire ijwi ryiwe?" aca aca bugufi maze aravuga ati: "Naracumuye ...: Uhoraho aragororotse, kandi abantu banje nanje turi abanyakibi." Asaba Mose ngo amusabire ku Mana, kugira ngo ico cago c'ubugesera c'imiravyo n'imituragaro gihagarare.

Uhoraho yakurikijeko icago giteye ubwoba c'inzige. Umwami ahitamwo kwakira ivyago mu gishingo co kwumvira Imana maze ngo areke Abisirayeli bave muri Egiputa. Atakwicuza yarabonye ubwami bwose buri musi y'igitangaro c'iri teka riteye ubwoba. Uhoraho araheza arungika umwiza kuri Egiputa. Abantu ntibari babuze umuco mu buryo busanzwe, ahubwo icuka cari ikiteye ububabare, ku buryo guhema vyari bigoye. Abaheburayo bobo, yamara, bari bafise icuka kitarimwo ingorane hamwe n'umuco iwabo.

Imana izana ikindi cago giteye ubwoba, coco gikaze gusumba ibindi vyose vyari vyaje imbere. Umwami hamwe n'abaherezi basenga ibigirwamana nibo bari bagararije igisabo canyuma ca
[31] Mose. Abanyagihugu bobo bashaka ko Abaheburayo bemererwa kuva muri Egiputa. Mose agabisha Farawo hamwe n'Abanyegiputa, hamwe mbere n'Abisirayeli, kubijanye n'imero hamwe n'ingaruka y'icago ca nyuma-imfura yo mu rugo rwose yari igiye gupfa. Iryo

joro, ryabaye ribi cane ku Banyegiputa kandi rikaba iry'ubwiza ku bwoko bw'lmana, itegeko ry'imbonekarimwe rya Pasika ryaratanzwe.

Vyari bibabaje ku mwami wa Egiputa hamwe n'abantu bishima basenga ibigirwamana kwemera ivyo Imana yo mw'ijuru isaba. Icago inyuma y'icago biza kuri Egiputa, maze umwami arateba aremera yemejwe n'ivyashitse biteye ubwoba vy'uburake bw'lmana.

Icago cose cari cateye gisatira kandi kirusha ico gikurikiye, mugabo iki coco cari kigiye kuba igiteye ubwoba gusumba ibindi vyose vyari vyacitangiye imbere. Ariko wa mwami w'umunyabwishime yari yatewe n'ishavu rirenze urugero, aranka guca bugufi. Abanyegiputa babonye imyiteguro ihambaye iriko irakorwa n'Abisirayeli kubw'iryo joro riteye ubwoba, barakengereye ikimenyetso c'amaraso Abisirayeli bamijagiye kubishimaryango.

Abisirayeli bari bakurikije ivyo Imana yari yavuze, hanyuma mu gihe marayika w'urupfu yarengana ava ku nzu imwe aja ku yindi mu Banyegiputa, bobo bari biteguriye bose urugendo rwabo kandi barindiriye ngo uwo mwami w'umugarariji hamwe n'abishikira biwe ngo babareke bagende.

"Kandi nko mu gicugu Uhoraho yica abana b'imfura bose bo mu gihugu ca Egiputa, uhereye ku mfura ya Farawo nyen'ingoma, ukageza ku mfura y'umuguranokazi w'umusyi; kandi n'ivy'uburiza vyose vy'ibitunzwe birapfa. Farawo aravyuka mw'ijoro, we, n'abasuku biwe bose, hamwe n'Abanyegiputa; haba umuborogo ukomeye muri Egiputa, kuko ata rugo na rumwe rutapfuyemwo umuntu." "Araheza ahamagara Mose na Aroni mw'ijoro, maze arababwira ati: 'Haguruka, mugende muve mu bantu mwebwe [32]
n'abana ba Isirayeli. Maze mugende, mukorere Uhoraho nk'uko mwabivuze. Kandi mujanane n'amasho n'imikuku yanyu, nk'uko mwabivuze, kandi mugende; nanje mumpezagire.'"

"Maze abanyegiputa basaba abo bantu, kugira ngo babarungike bave mu gihugu kare. Kuko bavuze bati, 'Twese twopfa.' Maze abo bantu batora umutsima wabo imbere y'uko wambirwa, bafise kandi n'utwato twabo tuboheye ku mpuzu zabo kubitugu. Ico gihe abisirayeli bari bakoze nk'uko ijambo rya Mose ryari, bari basavye Abanyegiputa utugenegene tw'ifeza n'utw'izahabu hamwe n'impuzu. Kandi Uhoraho yari yahaye ubwoko bwiwe gutona

mu maso h'Abanyegiputa, ku buryo babakoreye ico bashatse cose nk'uko bakibasavye. Uko niko banyaze Abanyegiputa."

Uhoraho yari yahishuriye Aburahamu nk'imyaka amajane ane imbere y'uko biba: "Uhoraho abarira Aburamu, at'umenye neza yuko uruvyaro rwawe ruzoba inyambukira mu gihugu kitari icabo, kandi bazokorera beneco, na bo bazobagirira nabi imyaka amajana ane; maz'iryo hanga bazokorera nzoricakw'iteka: ariko amaherezo bazorivamwo, bakuyey'ubutunzi bwinshi." Itanguriro 15:13, 14.

"Igugu ry'ikivange c'abanyamahanga ryajanye nabo, hamwe n'amatungo n'imikuku-vy'ibitayega bijana nabo." Abisirayeli basohoka muri Egiputa bafise ivyabo, bitari ivya Farawo, kuko ntibari barabimugurishijeko, Yakobo n'abahungu biwe bari bajanye n'amasho n'imikuku vyabo muri Egiputa. Abisirayeli bari bacitse amasinzi, amasho n'imikuku yabo yari yarwiriye cane. Imana yaciriye iteka Abanyegiputa mu kubasukako ivyago, maze bituma banyaraguritsa Abisirayeli ngo bave mu gihugu ca Egipita n'ivyo bari bafise vyose.

**Inkingi y'umuriro**-"N'uko bafata urugendo rwabo bava I
[33] Sukoti maze basagaza ahitwa Etamu kw'ikebero ry'ubugaragwa. Maz'Uhoraho abaja imbere umusi ku wundi ari mu nkingi y'igicu yabaja imbere, hanyuma ijoro ryashika mu nkingi y'umuriro kugira ngo ibahe umuco, kugira ngo bagende haba ku murango haba mw'ijoro. Ntiyigeze akuraho iyo nkingi y'igicu ku murango canke inkingi y'umuriro mw'ijoro imbere y'abantu."

Inyuma y'aho Abaheburayo bagiriye bava muri Egiputa haheze imise mike, Abanyegiputa babwira Farawo ko bahunze kandi batazogaruka kumukorera. Baricuza icatumye babarekura ngo bagende bave muri Egiputa. Rwari uruhombo runini cane kuri bo kubura ibikorwa Abisirayeli babakorera, maze baricuza cane kubona baremeye bakabareka ngo bagende. N'ukugene bari biboneyeko iteka ry'lmana, barakomantaza imitima kubw'ubugarariji bwabo budatezura bagera aho bafata ingingo yo kwoma inyuma y'Abisirayeli no kubagarukana muri Egiputa ku gahato. Umwami afata abasirikare benshi cane hamwe n'imikogote amajana atandatu, babaja inyuma, babashikira bageze ku kiyaga ariho basagaje.

"Farawo abegereje, Abisirayeli bunamura amaso, babona Abanyegiputa babomye inyuma, baranduka imitima; maze batakambira Uhoraho. Babaza Mose, bati; 'Mbega nta mva zari muri Egiputa,

mu kutuzana gupfira mu bugaragwa? N'iki catumye utugirira urtyo, kudukura muri Egiputa?"

"lki si co twakubwira tukiri muri Egiputa, tuti Tureke, dukorere Abanyegiputa? Kukw'iciza, kwar'uko dukorera Abanyegiputa, hako dupfira mu bugaragwa."

"Mose yishura abantu, ati Nta co Mutinya: mwihagararire gusa, murabe Agakiza Uhoraho agira ngw'abazanire uyu musi kuko Abanyegiputa mubonye uyu musi mutazokwongera kubabona ukundi. Uhoraho ni we agira ngw'abarwanire, namwe ni mwinumiregusa."

**Gutabarwa kukiyaga gitukura**-"Uhoraho abaza Mose, ati N'iki gitumye untakira? Barira Abisirayeli bakomeze bagende. [34]
Nawe umanike inkoni yawe, uramvure ukubobo hejuru y'ikiyaga, ugitandukanye: Abisirayeli bace hagati mu kiyaga nko ku musozi.

Nanje raba, ndakomantaza imitima y'Abanyegiputa, na bo bahace, babakurikire; maze mbone kwihesha icubahiro kuri Farawo no ku ngabo ziwe zose, no ku mikogote yiwe, no kubagendera ku mafarasi biwe.

Abanyegiputa ni ho bazomenye yuko nd'Uhoraho, ni namara kwihesha icubahiro kuri Farawo no ku mikogote yiwe, no kubagendera ku mafarasi biwe.

Maz'umumarayika w'lmana yahora abagenda imbere, avayo, agaruka inyuma yabo; ya nkingi y'igicu iva imbere yabo, iraza ihagarara inyuma yabo, ija hagati y'ingabo z'Abanyegiputa n'iz'Abisirayeli; ku ruhande rwa bamwe hubikiza igicu, hacura umwiza, ku ruhande rw'abandi haba umuco wo kubonesha mw'ijoro: ntibaruha begerana iryo joro ryose"

Abanyegiputa ntibashobora kubona Abaheburayo, kubera igicu kigizwe n'umwijima munini wari imbere yabo-ico gicu cari umuco ku Bisirayeli. Gurtyo Imana yerekanye ububasha bwayo bwo gushira abantu ku munzane, nimba bashobora kuyizigira inyuma yo kubaha ibimenyamenya nk'ivyo vyo kubitwararika n'urukundo ibafitiye, no kubagaya ukwidodomba n'ukutizera vyabaranze. "Nuko Mose aramvura ukuboko hejuru y'ikiyaga; Uhoraho ahuhutisha umuyaga mwinshi uvuye I burasirazuba, ukesha ijoro ryose, usubiza ikiyaga inyuma, amazi ayagabanyamwo kubiri, ahindura ikiyaga ahumutse." Amazi arahagarara ku mpande zose amera nk'impome

z'umurombero, mu gihe Isirayeli yagendera ku musozi hagati mu kiyaga gitukura.

Abasirikare b'abanyamisiri bariko barigina intsinzi iryo joro kubona Abisirayeli basubiye mu maboko yabo. Biyumvira ko
[35] atayindi nzira ihari yo kubatoroka, kuko imbere hari Ikiyaga Gitukura, kandi amasinzi y'Abasirikare ba Egiputa yari inyuma yabo. Mu gitondo; baje kwitegereza ikiyaga, basanga hariho inzira yumutse, amazi agabanijwemwo kabiri nk'imirombero impande zose, kandi Isirayeli yasa n'iyigeze hagati na hagati mu kiyaga iriko irajabuka, bagenda ahumutse. Abanyegiputa bararindira akanya gato kugira ngo barabe ico bagiye gukora. Bari baguye mu kantu kandi bafise ishavu ryinshi ku buryo, igihe Abaheburayo bari basa n'abari musi y'ukuboko kwabo, kandi bakaba batakeka ko babacakira, inzira ititezwe ikabugururirwa mu kiyaga. Baca bafata ingingo yo kubakurikira.

"Abanyegiputa na bo babakurikira hagati mu kiyaga babomye inyuma, n'amafarasi ya Farawo yose, n'imikogote yiwe, n'abagendera ku mafarasi biwe.

Nuko mu gicugu ca nyuma Uhoraho acishiriza ari mu nkingi y'umuriro n'igicu, arunguruka ingabo z'Abanyegiputa, azica ivutu. Atuma amagurudumu y'imikogote yabo afata, ntiyaba igikwegeka neza. Maz'Abanyagiputa baravugana, bat'Enda duhunge, tureke Abisirayeli, kuk'Uhoraho abatabara, ari we aturwanya."

Abanyegiputa barubahutse barigerezako mu nizira Imana yateguriye abantu bayo, hanyuma abamarayika b'lmana baca hagati ingabo zabo baraheza bakurako amagurudumu y'imikogote yabo. Barwa mu cago. Gutera imbere kwabo kwari ukwikwega cane, hanyuma batangura guhagarika umutima. Bibuka iteka Imana y'Abaheburayo yari yabarekuriyeko mu kubateza kurekura Isirayeli ngo igende, hanyuma biyumvira ko Imana ishobora kubarekurira bose mu maboko y'Abisirayeli. Baca bafata ko Imana iriko irarwanira Abisirayeli, barahagarika imitima cane hanyuma batangura guhindukiza imikogote yabo ngo babahunge, aho Imana ibwiriye Mose iti: "Ramvura ukuboko hejuru y'ikiyaga, amazi ateranire ku Banyegiputa no kumikogote yabo no ku bagendera ku mafarasi bo
[36] muri Nuko Mose aramvura ukuboko hejuru y'ikiyaga; umutwenzi utambitse, ikiyaga gisubira muri nyina; maz'Abanyegiputa bagize ngo barahunga, Uhoraho abacurikiraniriza hagati mu kiyaga,

nuko amazi asubirayo, arengera imikogote n'abagendera ku mafarasi, mbere n'ingabo za Farawo zose zari zigiye mu kiyaga zikurikiye Abisirayeli; ntiharokoka n'umwe wo muri bo. Ariko Abisirayeli baciye hagati mu kiyaga nk'abaca ku musozi, amazi ababera nk'umurombero i buryo n'i bumoso.

Uko niko Uhoraho yakijije Abisirayeli kur'uwo musi, abakura mu maboko y'Abanyegiputa. Maz'Abisirayeli babona ibihambaye Uhoraho yakoreye Abanyegiputa: baca batinya Uhoraho, baramwizera, bo n'umusavyi wiwe Mose."

Abaheburayo bamaze kwibonera ibikorwa bitangaje vy'lmana mu kurimbura Abanyegiputa, bafataniriza hamwe mu kuririmba ururirimbo ruhishuwe rusamirana rw'akataraboneka no gushima Imana n'umutima wose.

[37] # Ikigabane ca gatandatu: Itegeko Ngenderwako

## Ivyagezwe Cumi

Amategeko y'lmana yatangajwe icese ku musozi Sinayi-lnyuma y'aho Imana ihereye Abisirayeli ibimenyamenya bingana uko vy'ubushobozi bwayo, ibabwira uwo iri we iti: "Nd'Uhoraho Imana yawe yagukuye muri Egiputa mu nzu y'ubuja." lyo Mana yahishuye ubushobozi bwayo mu Banyegiputa ivuga ivyagezwe vyayo:

"Ntukagire izindi mana umbangikanya. "Ntukibazire igishushanyo cank'igisa n'ishusho-y'ikintu kiri hejuru mw'ijuru, canke hasi kw'isi, canke mu mazi yo mu biyaga; ntuze uvyikubite imbere ntuze ubisabe. Kuko jewe, Uhoraho Imana yawe, nd'lmana ifuha, mpora abana ibigabitanyo vya ba se nkageza ku runganwe rugira gatatu no ku rugira kane rw'abanyanka, nkagirira ikigongwe abankunda bakitondera ivyagezwe vyanje.

Ntukapfe kuvuga izina ryanje jewe Uhoraho Imana yawe kuvy'ubusabusa, kuko kuko uworivuga kuvy'ubusabusa, jewe Uhoraho ntobura kubimuhora.

Wibuke kuziririza umusi w'lsabato. Mu misi itandatu uze ukore abe ariyo'ukoreramwo ibikorwa vyawe vyose, ariko umusi ugira indwi ni wo Sabato yanje jewe Uhoraho Imana yawe. Ntukagire igikorwa na kimwe ukora kuri wo: wewe ubwawe, canke umuhungu wawe, canke umukobwa wawe, cank'umugurano wawe, cank'umuguranokazi wawe, cank'inka zawe, cank'indogoba zawe, cank'uwinyambukira aba iwawe. Kuko mu misi itandatu ari yo jewe Uhoraho naremyemwo ijuru n'isi n'ikiyaga, n'ibiri muri vyo vyose, nkaruhuka ku musi ugira indwi. Ni co catumye jewe Uhoraho mpezagira umusi w'lsabato nkaweza.

[38] Wubahe so na nyoko, kugira ngo urambire mu gihugu jewe Uhoraho Imana yawe nzoguha.

Ntukice.

Ntugasambane.

Ntukibe.

Ntukagiririze ibinyoma mugenzawe.

Ntukipfuze inzu ya mugenzi wawe; ntukipfuze umugore wa mugenzi wawe, cank'umugurano wiwe, cank'umuguranokazi wiwe, cank'inka yiwe, cank'indogoba yiwe, cank'ikindi kintu cose ca mugenzi wawe."

Icagezwe ca mbere n'ica kabiri Yehova yavuze birwanya ugusenga ibigirwamana, kubera ko gusenga ibigirwamana bishobora kujana abantu gutanga ibimazi vy'abantu. Imana igomba gukinga ko abantu bonegereza ibizira bisa n'ivyo na gato. Ivyagezwe bine vya mbere vyatanzwe kugira vyerekane ico abantu basabwa imbere y'lmana. Icagezwe ca kane n'umugozi uhuza Imana n'abantu. Isabato mu buryo bwisa yatanzwe ku nyungu y'umwana w'umuntu hamwe no guha icubahiro Imana. Ivyagezwe bitandatu vya nyuma vyerekana ivyo umuntu asabwa ku wundi.

Isabato cari kigiye kuba ikimenyetso hagati y'lmana n'abantu bayo ibihe vyose. Gurtyo rero cari kigiye kuba ikimenyetso-abantu bose bazokwubahiriza Isabato bakaba berekanye mu kubikora ko basenga Imana nzima, umuremyi w'ijuru n'isi. Isabato cari kigiye kuba ikimenyetso hagati y'lmana n'abantu bayo igihe cose Imana izoba igifise abantu kw'isi bo kuyikorera.

"Abantu bose bumvise ya mituragaro, babonye nay a miravyo, bumvise n'ijwi rya ya nzamba, babonye na wa musozi upfunduka umwotsi, baterwa n'ubwoba bahinda agashitsi, barasuha bahagarara [39]
kure. Babwira Mose, bati: Ba ari wewe utubarira, ni ho twovyumva: ariko Imana yoye kuba ariyo itwibaririra, ntiduhave dupfa.

Mose yishura abantu, ati: Ni muhumure: kuko Imana ije kubagerageza, kugira ngo igitinyiro cayo came imbere yanyu, mwoye gukora icaha. Nuko abantu baguma ngaho aho bahagaze kure, ariko Mose yegera wa mwiza w'umuzitanya ah'lmana iri.

Uhoraho abarira Mose, ati: uku abe ariko ubarira Abisirayeli, ut'Ubwanyu muriboneye ko avuganye namwe ari mw'ijuru." Ukubaho kw'igitinyiro c'lmana kuri Sinayi hamwe no gutigita kw'isi kwazanywe n'ukubaho kwayo aho hantu, imituragaro iteye ubwoba hamwe n'imituragaro vyaherekeje urwo rugendo rw'lmana, vyarashitse cane ubwenge bw'abantu buzura ubwoba n'igitinyiro kubw'icubahiro cayo maze bagasuha bahunga ukubaho kw'igitangaza kw'lmana, batinya ko bamwe batohava bashobora guhagarara imbere y'ubwiza bwayo nk'ubwo buteye ubwoba.

**Akaga ko gusenga ibigirwamana**-Vyongeye, Imana yagomba gukingira Abisirayeli gusenga ibigirwamana. Irababwira, iti: "Ntimuze mugire ikindi kintu ngo kibane nanje-ntimuze mwibazire imana z'ifeza n'izahabu." Bari mu kaga ko kwigana uburorero bw'Abanyegiputa, ko kwikorera ibishushanyo vyerekana Imana.

Imana yashaka ko abantu bayo batahura ko yonyene ikwiye kuba ari yo isengwa. Batsinze amahanga abakikuje asenga ibigirwamana, ntibari bakwiye kureka hagire n'igisigarira c'ibishushanyo vyabo bisigara, ahubwo bab wirizwa kubisangangura vyose ijana kw'ijana. Nyinshi muri izo mana z'inyamahanga vyari ibintu bizimvye kandi vyiza bikoranywe ubuhinga, vyari gushobora kugerageza ababibonye ugusenga ibigirwamana, vyari ibisanzwe muri Egiputa, mbere kwaba no guha icubahiro runaka ivyo bikoresha bitagiramwo ikimenyetso c'ubuzima na kimwe. Uhoraho yagomba ko abantu bayo
[40] bamenya ko ari kubera ugusenga ibigirwamana kw'aya mahanga, arico cabateye ku rugero rwose ububisha bwose, ari naco gituma yagomba gukoresha Abisirayeli nk'ibikoresho vyayo vyo kubahana no kurandura ibigirwamana vyabo.

Inyuma y'uko Mose amaze kuronka amateka avuye k'Uhoraho hanyuma akayandikira abantu, hamwe n'amasezerano azovana n'uko bubashe, Uhoraho aramubwira, ati: Duga aho ndi, mwe na Nadabu na Abihu, n'abakuru bi mu Bisirayeli mirongo irindwi, musenge mukiri kure: Mose abe ari we yigira hafi yanje wenyene, ariko abo bari kumwe ntibanyegere, cank'abandi bantu ngo badugane nawe.

Mose araza, abwira abantu amajambo yose y'Uhoraho n'amabwirizwa yiwe yose: abantu bose baramwishurira icarimwe, bat'lvyo Uhoraho avuze vyose tuzobikora." Kuvayo 24:1-3.

Mose yari yamaze kwandika, atari birya vyagezwe cumi, ahubwo amateka Imana yashaka ko bakurikiza hamwe n'imigisha ihagaze kubisabwa ko bakora babanje kuyigamburukira. Arabisomera abantu, hanyuma nabo basezerana ubwabo ko bazokurikira amajambo yose Uhoraho yavuze. Mose yandika isezerano ridasanzwe biyemereye mu gitabu maze ashikanira Imana ikimazi kubw'abantu: "Araheza yabira igitabo c'isezerano, agisomera abantu; baramubarira, bat'lvyo Uhoraho avuze vyose tuzobikora, kandi tuzomwumvira. Maze Mose yabira ya maraso, ayamija abantu, arababarira, ati Ngayo amaraso

y'isezerano Uhoraho asezeranye namwe, nk'uko ayo majambo yose ari." Kuvayo 24:7,8.

**Ivyagezwe vy'lmana vy'ibihe vyose**-lvyagezwe vy'lmana vyariho imbere y'uko abantu baremwa. Abamarayika bagengwa navyo. Satani yaguye kubera yuko yishe ingingo ngenderwako z'intwaro y'lmana. Inyuma y'aho Imana iremeye Adamu na Eva, yaramenyekanishije kuri bo amategeko yayo. Ntivyari bwandikwe, [41]
mugabo Yehova yarabibabwiye.

Muri Edeni Imana yashinze Isabato yo mu cagezwe ca kane. Imana imaze kurema isi n'umuntu kw'isi, ibaremera Isabato. Inyuma y'icaha ca Adamu no kurwa kwiwe ntakintu cakuwe kuvyagezwe vy'lmana. Ingingo ngenderwako z'lvyagezwse cumi zariho imbere y'ukugwa kandi zari izibereye ku rutonde rwere rw'ibiri n'ubugingo. Inyuma y'ukugwa izo ngingo ngenderwako z'ivyo vyagezwe ntizahindutse, mugabo Imana yatanze ivyagezwe vyiyongera ku bindi kugira ngo bihwane n'ukuntu umuntu ameze yaraguye.

Imana yashizeho urutonde runaka rwasaba gutanga kw'inkuka ibikoko, kugira ngo igumize imbere y'umuntu yaguye Ukuri inzoka yatumye Eva atacizera: y'uko ingero y'ukugarariza ari urupfu. Umugararizo ku vyagezwe vy'lmana watumye biba ngombwa ko Kristo apfa nk'ikimazi, kandi kugira ngo bibe ibishoboka ko abanyavyaha baronka icanzo co kubakiza igihano mugabo kandi bakagumana iteka ku vyagezwe vy'lmana. Urutonde rw'ivyo gutanga ibimazi rwari urwo kwigisha abanyavyaha uguca bugufi, haravye ukurwa kwabo, ivyo biheze bibashikane k'ukwihana hamwe no kwizigira Imana yonyene, biciye mu Mukiza yasezeranywe, kubw'imbabazi z'umugararizo wahabaye ku vyagezwe vyayo. lyaba hatari harabayeho umugararizo ku vyagezwe vy'lmana, ntihari kwigera habaho urupfu, ntihari gukenerwa ibindi vyagezwe vyiyongerako kugira ukurwa kw'umuntu nakwo kugire ukwo kwitwararikwa.

Adamu yarigishije abamukomotseko ivyagezwe vy'lmana, vyahawe abizigirwa uko urunganwe rw'abantu rwagiye rukurikirana. Kubandanya kwica Ivyagezwe vy'lmana vyatumye haba umwuzure w'amazi kw'isi. Nowa hamwe n'umuryango wiwe barazigama amategeko, hanyuma kubwo kubikora neza kwabo barakirira mu bwato n'igitangaza c'lmana. Nowa yigisha abamukomotseko Ivyagezwe [42]
Cumi. Kuva kuri Adamu kubandanya, Uhoraho yaraziganije

abantu bayo, abo nabo mu mitima yabo hariyo ivyagezwe vyayo. Imana ivuga kuvya Aburahamu iti, "Kuko Aburahamu yanyumviye, agashitsa ivyo namwihanikirije n'amabwirizwa yanje n'ivyo nashinze n'ivyagezwe vyanje." ltanguriro 26:5.

Uhoraho yiyereka Aburahamu maze iramubwira iti: "Ni jewe Mana Ishobora vyose; uhore ugendera imbere yanje, kand'utungane rwose. Nanje ndagusezeraniye isezerano, nzokugwiza cane." Itanguriro 17:1,2. "Kandi nshinze isezerano ryanje ndagusezeraniye, wewe n'uruvyaro rwawe ruzovuka hanyuma, ukw'ibihe vy'urunganwe rwabo bizogenda bikurikirana, ribe isezerano ridashira, kugira ngo nkubere Imana, wewe n'uruvyaro rwawe ruzovuka hanyuma." Itanguriro 17:7.

Hanyuma Imana isaba Aburahamu n'abazomukomokako ko bakebwa, ico naco kwari ugukeba umutwe w'ico bambariye, nk'ikimenyetso c'uko Imana yabakevye igaheza ikabatandukanya n'ayandi mahanga yose nk'itunga ryayo yiharije. Biciye mur'ico kimenyetso baba basezeranye icese ko batazoshingiranwa n'ayandi mahanga, kuko mugukora ico boba bambuye icubahiro Imana hamwe n'lvyagezwe vyayo vyera hanyuma bagacika nk'amahanga asenga ibigirwamana abazengurutse.

Biciye mu gikorwa co gukebwa, baba bemeye icese ko kuruhande rwabo ivyo basabwa n'isezerano Imana yasezeranye na Abuarahamu bazobishitsa, vyo gutandukana n'ayandi mahanga no kuba abera. lyo abakomotse kuri Aburahamu baba baritandukanije n'ayandi mahanga, ntibaba barivayanze mu gusenga ibigirwamana. Mu kuguma batandukanye n'ayandi mahanga, bari kuba bavanyeho ikigeragezo gihambaye co kuja mu migirwa y'ivyaha vy'ayo ma-
[43] hanga no kugarariza Imana. Kurugero runini, batakaje kamere yo kuba abadasa n'abandi, kandi bera mu kwivanga n'amahanga yari abakikuje. Kugira ngo Imana ibahane, Uhoraho yazanye amapfa ku butaka bwabo, ayo nayo yabatumye bamanuka baja muri Egiputa kugira ngo barokore amagara. Mugabo kubera Isezerano ryayo yagiranye na Aburahamu, Imana ntiyabatanye n'akabando bari muri Egiputa. Yemeye ko bahotorwa n'abanyegiputa kugira ngo bayihindukirire bageze mu mubabaro, hanyuma bahitemwo reta y'lmana y'ukugororoka n'imbabazi, gurtyo baheze bubahirize ivyo ibasaba.

Hari imiryango mike gusa yamanutse ubwa mbere ija muri Egiputa. Aba nabo bararwiriye cane. Bamwe barigengesera

bakigisha abana babo bisunze Ivyagezwe vy'lmana, mugabo benshi mu Bisirayeli bari babonye ugusenga ibigirwamana kwinshi ku buryo ivyiyumviro vyabo ku vyagezwe vy'lmana vyari vyabuze amaragamo Babura ico bafata n'ico bareka. Abubaha Imana barayitakira n'umutima wabo ngo ihagarike agatotezo kabo hanyuma ibajane ibakuye mu gihugu bari babereyemwo abaja kugira ngo baje kuyikorera bari mu mwidegemvyo. Imana yumva imiborogo yabo hanyuma ihagurutsa Mose nk'igikoresho cayo co kubohoza abantu bayo. Bamaze kuva muri Egiputa Imana nayo ikagaburamwo kubiri Ikiyaga Gitukura imbere yabo, Uhoraho yarabagerageje ngo irabe ko bayizera nk'iyabatoye nk'ihanga ibakuye mu rindi hanga, ikoresheje ibimenyetso, ibigeragezo, hamwe n'utwumiza. Mugabo birabananira kwihanganira ico kigeragezo. Bidodombera Imana kubw'ivyago bahuye navyo munzira, hanyuma bagomba gusubira muri Egiputa.

**Vyanditswe kubisate vy'amabuye**-Kugira ntibaronke urwitwazo, Uhoraho ubwiwe aremera aramanuka ku musozi Sinayi, atwikiriwe n'ubwiza kandi akikijwe n'abamarayika biwe. Mu buryo buteye igomwe kandi butangaje Imana ibamenyesha amategeko yayo arivyo vyagezwe cumi. Ntiyizeye uwundi muntu ngo abe ariwe avyigisha, nta n'ubwo bari abamarayika, ahubwo yonyene [44]
ubwayo yarivugiye ivyagezwe vyayo n'ijwi ryumvikana kugira ngo abantu bose bavyumve. Mbere n'aho nyene, ntiyizeye ubwonko bw'abantu bwibagira vuba bashobora kwibagira ivyo isaba, ahubwo yaravyiyandikiye n'urutoke rwayo ku bisate vy'amabuye. Yipfuza kuzibira inzira iyari yo yose yo kubivanga ivyagezwe vyayo vyera n'umugenzo uwari wo wose canke ngo bitiranye ivyo isaba n'imigirwa y'abantu.

N'aho nyene itera yegera kurusha abantu bayo, bashobora kujanwa mu buryo bworoshe, ntiyabasigaranye ivyagezwe cumi vyo mu mategeko yayo. Yategetse Mose ngo yandike amateka hamwe n'amategeko avyeretswe n'lmana, mu gutanga akantu ku kandi mw'ido n'ido ivyo yashaka ko bakora. Gurtyo rero yatumye za ngingo cumi zizigamwa yari yakorogoshoye ku bisate vy'amabuye. Ibahereza ikintu cose n'ivyashinzwe mu buryo nyezina kugira ngo ibiremwa bantu vyatakaye bizanwe kukugamburukira ivyagezwe vy'lmana, ivyo navyo bakaba bahengamiye kukuvyica.

lyo abantu baza kwubahiriza ivyagezwe vy'lmana, nk'uko vyatanzwe inyuma y'umwuzure, bikazigamirwa mu bwato na Nowa, bikitonderwa na Aburahamu, ntihari gukenerwa umugirwa wo gukebwa. Kandi niba abakomotse kuri Aburahamu bari barazigamye ico isezerano ryo gukebwa casobanura, ntibari kwigera baja mu gusenga ibigirwamana canke ngo bemererwe kumanuka baja muri Egiputa, kandi ntihaba harakenewe ko Imana irinda gutangaza ivyagezwe vyayo kuri Sinayi, kubikorogoshora kubisate vy'amabuye, hamwe no kubizigamisha amategeko abigenga hamwe n'amateka n'ivyashinzwe vya Mose.

**Amateka hamwe n'ivyashinzwe**-Mose yanditse aya mateka
[45] hamwe n'ivyashinzwe vyavuye mu kanwa k'lmana igihe yari kumwe nayo ku musozi Slnayi. lyo abantu b'lmana baza kwitondera ingingo ngenderwako z'lvyagezwe Cumi, ntibaba barakeneye ibindi vyashinzwe Imana yahaye Mose kubijanye n'ivyo basabwa n'lmana hamwe n'umuntu kuri mugenzi wiwe, yanditse mu gitabu. Ivyo yahawe bibigenga Uhoraho yahaye Mose kuvyo ubwo bwoko Imana ibusaba, umuntu ku wundi hamwe no kunyambukira ni zo ngingo ngenderwako z'lvyagezwe Cumi, zatanzwe mu buryo busanzwe hanyuma zigatangwa mu buryo bw'indangurakintu, kugira ngo ntibazihendeko. Uhoraho abarira Mose mu buryo bw'ido n'ido ku bijanye n'ibimazi vyatangwa nk'inkuka vyabwirizwa kurangirana n'urupfu rwa Kristo. Urutonde rwo gutanga ibimazi rwari igitutu cerekana ikimazi ca Kristo nk'umwagazi w'intama utagira agasembwa.

Uhoraho yabanje gushiraho urutonde rw'amashikanwa y'ibimazi kuri Adamu inyuma y'ukugwa kwiwe, maze Adamu yigisha abamukomotseko. Urwo rutonde rwononekaye imbere y'umwuzure, rwononywe n'abo bitandukanije n'intamuheba z'lmana maze bubaka umunara w'i Babel. Baratanga ibimazi babiha ibigirwamana bonyene bikoreye mu gishingo c'lmana yo mw'ijuru. Baratanga ibimazi atari kubera bafise ukwizera mu Mucunguzi azoza ahubwo ari ukubera ko biyumvira ngo bakwiye kunezereza imana zabo mu gutanga ibimazi bihambaye vy'ibikoko kubicaniro vyabo vyanduye vy'ibigirwamana. Uko kwizera ibintazi kwabo kwabashikanye ku kurenza urugero rwose. Bigisha ko abantu bafise agaciro gasumba ak'ibimazi, ko kandi uko banezera ibigirwamana vyabo bashikanira ko ariko barushiriza gutera imbere no kuronka ubutunzi bwinshi

kw'ihanga ryabo. Rero, ibiremwa bantu vyaratangwa kenshi na kenshi bishikanirwa nk'ibimazi vyo kwoswa biherezwa ivyo bigirwamana vyabo bitagira ikimenyetso na kimwe c'ubuzima muri vyo. Kugira ngo bongere bagirure ukuganza ibikorwa vy'abantu, ayo mahanga yari afise amategeko n'ivyagezwe vyari ivy'ububisha ku rugero ruhanitse. Abarongozi imitima yabo itari yorohejwe [46]
n'ubuntu nibo bishingira amategeko yabo bwite. Mu gihe narenzako uruho rw'amazi amabi y'agahomerabunwa asumba ayandi, ikosa rito ryarashobora kuvamwo igihano ruhasha gitanzwe n'abo bategetsi.

Mose yari afise ivyo mu bwenge aho yavuga abwira Isirayeli, ati: "Raba ndabigishije amabwirizwa n'amateka ashinzwe, nk'uko Uhoraho Imana yanje yangeze, kugira ngo abe ari ko muzogenza mu gihugu mugiye kwinjira ngo mucegukire. Nuko muze muvyitondere, mubishitse, kuko ivyo ari vyo bizogaragariza ayandi mahanga ubwenge bwanyu n'ubunyarutsi bwanyu, igihe azokwumva ayo mabwirizwa yose, akavuga, ati N'ukuri iri hanga rihambaye n'abantu b'abanyabwenge bafise ubunyarutsi.

Mbega hari ihanga rihambaye rifise imana iri hafi yaryo nk'uko Uhoraho Imana yacu aba hafi yacu, iyo tumwambaje? Canke har'ihanga rihambaye rifise amabwirizwa n'amateka ashinzwe aroranye, nk'uko ibi vyagezwe vyose biri, nshize imbere yanyu uyu musi?" Gusubira mu Vyagezwe 4:5-8.

## Ihema Ry'ibonaniro Kwisi

Ihema ryubatswe hisunzwe itegeko ry'lmana. Uhoraho yahagurukije abanyabugenegene hanyuma ibaha ibikenewe birengeye ivyo bashobora mu buryo bwabo bw'imero kugira ngo bakore kimwe mu bikorwa vyasaba vyinshi cigeze kubaho. Yaba Mose canke mbere n'abo banyabugenegene nta n'umwe yahawe umwanya ngo abe ari we agena imero hamwe n'ibigize iyo nyubakwa. Imana ubwayo niyo yerekanye imero y'ishusho iraheza iyiha Mose, hamwe n'ibindi vy'ido n'ido yamubwiye kubijanye n'ibipimo hamwe n'ishusho hamwe n'ibikoresho vyo gukoreshwako, kandi yaratanze mu buryo butomoye akantu ku kandi akantu kose kabwirizwa kujako. Yereka Mose ikigereranyo c'ihema ryo mw'ijuru hanyuma imutegeko ko akora ibintu vyose nk'uko yavyeretswe ari ku musozi. Mose

[47] yandika amategeko yose mu gitabu hanyuma ayasomera abantu bose b'abakuru.

Hanyuma Uhoraho asaba abantu ngo bazane ishikanwa rivuye ku gushaka ryo kumwubakira ahera ho kuba, kugira ngo igerere muri bo. "Nuko ikoraniro ryose ry'Abisirayeli baragenda, bava imbere ya Mose. Maze baraza, umuntu wese asunitswe n'umutima wiwe, n'umuntu wese atanze bivuye ku mutima, bazana amashikanwa bashikanira Uhoraho, yo gukoresha rya hema ry'ibonaniro, n'ayo gukoresha ibikorwa vyaryo vyose n'ayo gukoramwo ya myambaro yejejwe. Haza abemeye gutanga bose bivuye ku mutima, abagabo n'abagore, bazana impeta zo mu mazuru n'izo mu matwi, n'izo badomesha ibimenyetso, n'inyirere, vyose ar'utugenegene dukozwe mw'izahabu, umuntu wese yar'afise icitwa izahabu yakizana kugishikanira Uhoraho."

Imyiteguro ikomeye kandi izimvye yar'ikenewe. Ibikoresho vy'imbonekarimwe kandi bizimvye vyabwirizwa kwegeranywa. Mugabo Uhoraho yemera amashikanwa avuye kugushaka gusa. Ivyasabwa ubwa mbere mu gutegurira ikibanza Imana kwari ukwitangira ico gikorwa c'lmana hamwe n'ikimazi kivuye ku mutima. Maze mu gihe iyubakwa ry'ihema ry'ibonaniro ryariko rirabandanya abantu barazanira amashikanwa yabo Mose avuye ku mutima. Kandi mu gihe iyubakwa ry'ihema ry'ibonaniro ryaba ririko rirabandanya hanyuma abantu bakaba bariko barazana amashikanwa yabo bayashikanira Mose, hanyuma Mose nawe akabishikiriza abo banyabuhinga, abanyabwenge bose bakora muri ico gikorwa barapima izo ngabire ngo barabe ko abantu bazanye ibihagije, canke ibirengeye ivyo bashobora gukoresha. Mose nawe niko gutangaza aho bakambitse, ati: "Ntihaze hagire umugabo, canke umugore asubira gukora ikindi kintu na kimwe co gushikana kubw'iryo hema. Uko ni ko babujije abantu kugira ikindi bazana."

**Vyandikirwe urunganwe rwose ruzokurikira**-Kuguma hisubiriza imyidogo ku Bisirayeli hamwe n'ibihano bivuye kubu-
[48] rake bw'lmana kubw'ukugarariza kwabo vyanditswe ku burake bw'lmana kubw'ukugarariza kwabo vyanditswe mu mateka Yera kubw'inyungu y'ubwoko bw'lmana buzobaho hanyuma kw'isi. N'ikirenze kur'ico, vyari ivyo gutanga inkebuzo ku bantu bazobaho imbere y'irangira ry'igihe. Icongewe kur'ico, ibikorwa vyabo vyo kwitanga hamwe n'inguvu zabo mu kuzana ishikanwa rivuye

kugushaka barishikiriza Mose vyanditswe kugira bigire ico bimariye abantu b’lmana. Umwiteguro wabo w’ibikoresho vy’ihema ry’ibonaniro urangwa n’umunezero n’akarorero kuri bose bakunda koko gusenga Imana. lyo tuyitegurira inyubakwa izohwaniramwo nabo, abantu bose babona ko ari ivy’igiciro kuronka umugisha wo kubana n’lmana kwera bakwiye kwerekana umwete mwinshi n’inkomezi mu gikorwa cera bisunze urugero baherezamwo agaciro imigisha isumba ukuroranirwa kwabo hano kw’isi. Bakwiye kubona ko bariko barubakira Imana inzu.

Birahambaye kumenya ko inzu yubatswe mu buryo buboneka kugira ngo ibe inzu y’lmana izohwaniramwo n’abantu bayo ikwiye gutunganywa mu mwitwarariko-ikaba iyituma abantu bisanzura, ifise isuku, kandi ibereye, kuko babwirizwa kuyegurira Imana hanyuma bakayiyishikiriza, bamusaba ngo abe mur’iyo nzu hanyuma ayigire iyera kubwo kuhaba kwiwe kwera. Bakwiye gutanga bihagije bafise ubushake bashikanira Uhoraho kugira arangure igikorwa bivuye kugutanga ata kagobero, kandi abanyabuhinga bakwiye kuba bashoboye kuvuga bati, Ntimusubire kuzana ayandi mashikanwa.

Hisungwe akarorero-Bamaze kurangiza kwubaka iryo hema ry’ibonaniro, Mose yarasuzumye igikorwa cose, akigereranya na ya shusho hamwe n’ivyo yari yabwiwe n’lmana. Yabonye ko agace kose kari gahuye n’uko ya yindi shusho yari, maze aca ahezagira abantu.]

Imana yahaye Mose imero y’ishusho y’isandugu ry’isezerano, hamwe n’ibindi bidasanzwe vyoriranga. Iryo sandugu ryarimwo vya bisate vy’amabuye ivyo Imana yari yakorogoshoyeko Ivyagezwe [49]
Cumu ikoresheje urutoke rwayo bwite. Ryari rigizwe n’inzahabu imbere n’inyuma. Risharijwe n’ibitsibo vy’inzahabu hejuru. Umufundikizo w’iryo sandugu witwa intebe y’imbabazi, kandi wari ugizwe n’izahabu iramuye. Ku mpera zose zibiri z’intebe y’imbabazi hariko abakerubi bakozwe mu nzahabu iramuye. Mu maso habo bari bahahanze mw’isandugu kandi babangabanganywe. Ivyo vyagereranya abamarayika bose bo mw’ijuru baraba bashashaye kandi bafise icubahiro ku vyagezwe vy’lmana biteretswe mw’isandugu mw’ihema ry’ibonaniro ryo mw’ijuru. Aba bakerubi bari bafise amababa. Ibaba rimwe ry’umumarayika umwe umwe wese ryari risanzuriye hejuru, mu gihe irindi ryatwikira umubiri

wiwe. Isandugu ry'ihema ryo kw'isi ryasa n'iry'ukuri ryo mw'ijuru. Aho nyene, hampande y'isandugu, hahagaze abamarayika bazima, ku mpera y'isandugu, umwe umwe wese ateye igitutu intebe y'imbabazi, akaba aramvuye ibaba hejuru yaryo, mu gihe irindi baba ritwikiriye umubiri wiwe mu kwerekana ubwubashi hamwe no guca bugufi. Mose yasabwe gushira vya bisate vy'amabuye mw'isandugu ryo mw'isi. Ibi bisate vyitwa ibishingantahe, kandi ihema ry'itwa isandugu ry'ibishingantahe, kuko ryarimwo intahe y'lmana mu Vyagezwe Cumi.

[50] Ibihande bitandukanijwe n'igihuzu. Ivyari birigize vyose vyari izahabu iramuye canke bisizwe inzahabu. Igihuzu cari kigizwe n'amabara atandukanye, kandi atonze mu buryo bw'akaroruhore, hanyuma muri ico gihuzu hari hadondagijwemwo abakerubi, hakoreshejwe inyuzi z'inzahabu n'ifeza. Ibi vyagereranya ibihumbi n'ibihumbagiza vy'abamarayika, bafise uruhara mu gikorwa c'ihema ryo mw'ijuru kandi ari abamarayika bakorera abantu kw'isi.

Mu gice ca kabiri c'igihuzu, canke igikingirizo, hari hariyo isandugu ry'ibishingantahe, kandi ico gihuzu ciza, cuzuye amabara menshi cari iruhande y'isandugu ryera. Iki gihuzu nticashika hejuru aho inyubakwa igera. Ubwiza bw'lmana, bwari hejuru y'intebe y'imbabazi, bwarashobora kuboneka mu bihande vyose uko ari bibiri, mugabo ku rugero ruto mu gihimba ca mbere c'ishikiro.

Aho imbere y'isandugu, mugabo bitandukanijwe n'igihuzu, hari igicaniro c'imibavu gikozwe mu nzahabu. Uhoraho ubwiwe niwe yari yaracanye umuriro kuri ico gicaniro, kandi carakundwakazwa mu kwama na ntaryo gihabwa imibavu Yera, iyo nayo yaca ikwira ihema ryose n'akamoto keza kumurango no mw'ijoro. Akamoto kayo karashika kubirometero vyinshi ahakikuje ihema. Igihe umuherezi ashikanye imibavu imbere y'Uhoraho, yaraba ku ntebe y'imbabazi. Naho atashobora kuyibona, yaba azi ko iri ngaho, kandi uko imibavu yaduga nk'igicu, ubwiza bw'lmana bwaramanuka ku ntebe y'imbabazi hanyuma bugakwira ikibanza c'ahera cane kandi bukaboneka no mu cumba c'ahera. Ubwo bwiza na ntaryo bwaratwikira ivyo bihande uko ari bibiri ku buryo umuherezi atashobora kubandanya gukora maze bikaba ngombwa ko ahagarara ku muryango w'ihema.

Umuherezi yaba ari ahera, yerekeza isengesho ryiwe kubwo kwizera ku ntebe y'imbabazi atashobora kubona, agereranya abantu

b’lmana bariko berekeza amasengesho yabo kuri Kristo ari ku ntebe y’imbabazi mw’ihema ry’ibonaniro ryo mw’ijuru. Berekeza amasengesho kuri we, kandi bafise ubushizi bw’amanga bakaburana ibiva mu gikorwa ciwe co kutuvuganira. [51]

Ibi bibanza bibiri vyera nta madirisha vyari bifise kugira ngo umuco winjire. Igiterekwako amatara cari gikozwe mu nzahabu nziza kandi kikaguma caka ku murango no mw’ijuru, gurtyo kigatanga umuco mu bihande vyose. Umuco wo ku matara ari ku giterekwako amatara warasira ku mpome z’inzahabu yometswe ku mbaho z’iyo nyubakwa ugaca ukayanganira irya n’ino hamwe no ku bikoresho vyera hamwe na ba bamarayika bashonewe ku gihuzu hakoreshejwe inyuzi z’inzahabu n’ifeza. Uko vyaboneka ku jisho vyari ivyiza vy’akaroruhore ku buryo burenze uko bwovugwa. Nta rurimi rushobora kwigana ubwiza, ukuba ivy’igikundiro, hamwe n’ubwiza bwejejwe ibi vyumba vyerekana. Inzahabu zari mw’ihema zakayanganisha amabara zikuye mu mabara agize vya bihuzu, maze akaboneka ari ay’uburyo butandukanye bw’amabara y’umunywamazi.

Rimwe gusa mu mwaka ni ho umuherezi mukuru yinjira mu cumba c’ahera cane, inyuma y’umwiteguro wuzuye ukwigengesera no kwiyubara w’imbonekarimwe. Nta jisho ry’ikintu na kimwe gipfa kiretse iry’umuherezi mukuriu ryashobora kuraba ubwiza n’icubahiro vyari mur’ico cumba, kubera ko cari ikibanza co kubamwo kidasanzwe c’ubwiza buboneshwa amaso bw’lmana. Umuherezi mukuru na ntaryo yinjirayo ariko arahinda umushitsi, mu gihe abantu baba barindiriye mu gacerere ntangere ko agaruka. Barasaba Imana bashimitse ko ibahezagira. Ku ntebe y’imbabazi Imana yaraganira n’umuherezi mukuru. Agumyeyo mu buryo budasanzwe umwanya muremure, abantu kenshi baca batekerwa n’ubwoba, batinya ko ubwiza bw’Uhoraho bwoba bwamwishe kubera ivyaha vyabo canke kubw’icaha kinaka c’uwo muherezi. Mugabo bumvise ukujegera kw’inzogera zaba ziri ku mpuzu ziwe, baca [52]
bahumura cane. Hanyuma agasohoka gahezagira abantu.

Inyuma y’irangira ry’igikorwa co mw’ihema ry’ibonaniro, “igicu gitwikira ihema ry’ibonaniro, maze ubwiza bw’Uhoraho buzura ihema. Mose ntiyaba agishobora kwinjira mw’ihema ry’ibonaniro, kubera koi co gicu cari hejuru yaryo, kandi ubwiza bw’Uhoraho bwuzura iryo hema.” Kuko “igicu c’Uhoraho cari hejuru y’ihema kumurango, maze umuriro ukaba hejuru yaryo mw’ijoro, ab’inzu

ya Isirayeli bise babona, mu rugendo rwabo rwose." Iryo hema ryashirwa ku ruhande rikajana nabo mu ngendo zabo zose.

**Igicu cabaja imbere**-Uhoraho yayobora Abisirayeli mu ngendo zabo zose bagenda baca mu bugaragwa. lyo ari vyiza kuri ari bantu n'ubwiza bw'lmana ngo bashing amahema mu kibanza kinaki no kuhaguma, Imana tarerekana ubugombe bwayo mu gutuma inking y'igicu yegera cane hejuru y'ihema. Aho rero yarahaguma gushika Imana igomvye ko basubira kugenda. Hanyuma rero ubwiza bw'igicu bukegezwa hejuru y'ihema, aho bagaca babona kubandanya urugendo.

Mu ngendo zabo zose bagumanye urutonde rutagira amahinyu. Umuryango wose wari witwaje urugero- ibendera canke icapa-ririko ikimenyetso c'umuryango w aba sekuru, hanyuma uwo muryango ugahabwa itegeko ryo gushinga amahema wisunze ikibanza cawo. Hanyuma bishitse bakaruhuka ingendo zabo, rya hema ryaca rishingwa, hanyuma amahema y'imiryango itandukanye agaca ashingwa hisunzwe urutonde, mu rutonde Imana yashinze, bakikuje ihema, hamwe n'ikirere kiritandukanya nabo.

Abo bantu bariko baragenda, isandugu ryararerurwa imbere
[53] yabo. "Maze igicu c'Uhoraho cari hejuru yabo umusi ku wundi uko bagenda bava aho bari bashagaje.

"Uko niko vyari, igihe cose isandugu ryahaguruka, Mose yaravuga ati: 'Haguruka, ewe Uhoraho! Reka abansi bawe basabagire, kandi n'abakwanka bahunge imbere yawe.' Maze ryaruhuka, agaheza akavuga ati: 'Garuka, ewe Uhoraho, kubw'ibihumbi vyinshi vya Isirayeli.'"

# Ikigabane c’lndwi: Umubohozi [54]

Igihe carageze aho Yesu yabwirizwa kwiyambika imero y’umuntu, agaca bugufi nk’umuntu, hanyuma agahura n’ibigeragezo vya Satani.

Yavutse ata bukuru bw’isi afise, mu kiraro c’inka no mu bwato bw’inka niho bamuryamitse. Yamara mw’ivuka ryiwe yahawe iteka riri kure n’iyo mu gusumba uwundi muntu wese. Abamarayika bava mw’ijuru baramenyesheje ko Yesu yashitse, hanyuma umuco n’ubwiza bivuye ku Mana vyaraherekeje iyo ntahe yabo. Ingabo zo mw’ijuru zarakoze ku mirya y’inanga zayo maze zihimbaza Imana. Mu buryo bw’intsinzi bari baraririye ukuza kw’Umwana w’lmana kw’isi yaguye kugira ngo ashike ku gikorwa co gucungura, maze biciye mu rupfu rwiwe azane amahoro, umunezero hamwe n’ubugingo budashira ku muntu. Imana yateye iteka umuzo w’Umwana wayo. Abamarayika baramuninahaje.

**Ukubatizwa kwa Yesu**-Haciye nk’imyaka mirongo itatu, abamarayika b’lmana batambatamba hejuru y’ahariko harabera umubatizo. Mpwemu Yera yururuka afise ishusho nk’iy’inuma maze amurwako, kandi mu gihe abantu bari batangaye cane, amaso yihutira kuri we, bumva ijwi rivuye mw’ijuru, rivuga riti, “Ni wewe Mwana wanje nkunda ukampimbara.” Mariko 1:11.

Yohana ntiyari azi neza ko ari Umukiza yaje kubatizwa nawe mu ruzi Yorodani. Mugabo Imana yari yaramusezeraniye ikimenyetso azomenyerako Umwagazi w’lntama w’lmana. Yohana amenya ico kimenyetso abonye inuma ije ikagwa kuri Yesu maze ubwiza buvuye ku Mana bukamukayanganirako. Yohana aca aramvura ukuboko, akwerekeje kuri Yesu, n’ijwi rirenga arasemerera ati, “Ehe! Ng’uyu Umwagazi w’lntama w’lmana akuraho icaha c’abari mw’isi!” Yohana 1:29.

**Igikorwa ca Yohana**-Yohana amenyesha abigishwa biwe [55]
ko Yesu ari we wa Mesiya yari yarasezeranywe, Umukiza w’isi. Mu gihe igikorwa ca Yohana cariko kirarangira mw’isi, yigishije abigishwa biwe guhanga amaso Yesu no kumukurikira

nk'Umwigisha Mukuru. Ubuzima bwa Yohana bwari ubuzima bwuzuye umubabaro no kwiyanka. Yatangaje ukuza kwa mbere kwa Kristo mugabo ntiyemerewe kwibonera ibitangaza vyiwe hamwe no kunezerererwa ubushobozi yerekanye. Igihe Yesu yatangura igikorwa nk'umwigisha, Yohana yari azi ko we abwirizwa gupfa. Ijwi ryiwe ryumvikanye gake, kiretse mu bugaragwa. Ubuzima bwiwe bwari ubw'ubunyakamwe. Ntiyigeze yisunga umuryango wa se, kugira ngo anezerererwe abantu b'iwabo, ahubwo yarabasize kugira ngo akore igikorwa yari yaragenewe. Amasinzi y'abantu barava mu bisagara no mu mitumba biguma biri mu bikorwa, bagakoranira mu bugaragwa kugira ngo bumve amajambo y'umuvugishwa w'umunyenkomezi. Yarakarira icaha, adatinya inkurikizi, ategura inzira y'Umwagazi w'intama w'lmana.

Herodi yarabuze amahoro igihe yariko arumviriza intahe yuzuye inkomezi ya Yohana, maze abishashaye cane abaza ico yokora kugira ngo abe umwigishwa wiwe. Yohana yari azi ko Herodi yiteguye kurongora umugore wa mwenewabo mu gihe umugabo wiwe akiriho, nawe aca abwira Herodi ata kurya umunwa ko bitabereye. Herodi ntiyari yipfuza kugira ico aheba. Arongora umugore wa mwene wabo maze, abitewe n'uwo mugore, afata Yohana araheza amushira mw'ibohero, afise intumbero, mugabo, yo kumurekura. Igihe Yohana yari afungiweyo, biciye mu bigishwa biwe yumva ivy'ibikorwa vy'inkomezi vya Yesu. Ntiyashobora kujayo ngo yumvirize amajambo yiwe yuzuye Ubuntu, mugabo abigishwa biwe baramumenyesheje bongera baramwiganira ivyo bari bumvise. Bidatevye Yohana acibwa umutwe, bitewe n'umugore wa Herode.
[56] Abigishwa baciye bugufi kurusha abandi bakurikiye Yesu, baruta Yohana Umubatizi (Raba Matayo 11:11); ivyo bisigura ko, bari bashizwe hejuru kurusha kandi batewe iteka, vyongeye bakaronka umunezero urushirije mu buzima bwabo.

Yohana yaje mu mpwemu ya Eliya kwamamaza umuzo wa mberewa Yesu. Luka 1:17. Yohana yagereranya abantu bo mu misi ya nyuma bazogenda mu mwpemu no mu bushobozi vya Eliya kwamamaza umusi w'uburake hamwe n'ukuza kwa kabiri kwa Yesu.

**Ukugeragezwa**-lnyuma y'umubatizo wa Yesu muri Yorodani, yajanywe na Mpwemu mu bugaragwa, kugira ngo ageragezwe na Satani. Mpwemu Yera yari yamuteguriye ico kirere co kugeragezwa vy'akamarampaka. Imisi mirongo ine ageragezwa na Satani,

kandi mur'iyo misi ntaco yatamiye. Ibintu vyose iruhande yiwe vyari ibidahimbaye, ivyo kamere ya kimuntu yokwipfuza guhunga. Yari kumwe n'ibikoko vyo mw'ishamba hamwe n'umurwanizi mu kibanza c'ubweranyange kandi mu bunyakamwe. Umwana w'lmana yari yiraburaniwe kandi yijiriwe, biciye mu kwisonzesha hamwe n'umubabaro. Mugabo inzira yiwe yose yari ayibona, kandi yabwirizwa gushitsa igikorwa camuzanye.

Satani yafatiye kur'uwo mubabaro w'Umwana w'lmana maze ategura kumuhohotera akoresheje ibigeragezo, yizeye ko yomutsinda kuko yicishije bugufi nk'umuntu. Satani yaje azanye iki kigeragezo: "Ni waba uri Umwana w'lmana, bwira iri buye ricike umutsima. Yesu aramwishura, ati Vyanditswe ng'Umuntu ntatungwa n'umutsima gusa." Luka4:3,4.

Satani yagomba guharira na Yesu kubijanye n'uko ar'Umwana w'lmana. Yisunze ukuba yari mu mubabaro, afise intege nke z'umubiri hanyuma aca yemeza yuzuye ubwishime ko asumba inkomezi Yesu. Mugabo intahe y'lmana ivuye mw'ijuru, "Uri [57]
Umwana wanje nkunda akampimbara" (Luka 3:22), yari ihagije kugira ngo ishigikire Yesu mu mibabaro yiwe yose. Kristo ntivyari ngombwa ko yemeza Satani ivy'ubushobozi bwiwe canke ko ari Umucunguzi w'isi. Satani arafise ibimenyamenya bitomoye vy'ijunja hamwe n'ububasha bw'Umwana w'lmana. Ukudashaka kwiwe kwiyegurira musi y'ubutware bwa Kristo kwari kwamwirukaniye hanze y'ijuru.

Kugira ngo yerekane ububasha bwiwe, satani yajanye Yesu I Yerusalemu hanyuma amutereka ku gasongero k'ingoro, aho arahamugeragereza kugira ngo amuhe ibimenyamenya ko ari Umwana w'lmana mu kwiterera hasi avuye ku burebure umuntu aravye hasi yumva azunguriwe. Satani aza afise amajambo yahumetswe yo muri Bibiliya: "kuko vyanditswe ngo Azokuragiza abamarayika biwe, ngo bakuzigame: kandi ngo bazokuramira mu maboko yabo, ngo kumbure ntutsitare kw'ibuye. Yesu aramwishura, ati Vyanditswe, ngo Ntukagerageze Uhoraho Imana yawe." Luka 4:10-12.

Satani yagomba ko Yesu yisaba imbabazi za Data hanyuma ashire ahamanuka ubuzima bwiwe imbere y'ugushitsa icari caramuzanye. Yari yizeye ko umugambi w'agakiza woca uburizwamwo, mugabo uwo mugambi wari aharengeye aho Satani yoshika ku buryo atashobora kuwushikira kugira awutembagaze canke awonone.

Kristo ni akarorero kuba Kristo bose. Iyo bari mu bigeragezo canke uburenganzira bwabo bwakengerewe, bakwiye kuvyihanganira. Ntibakwiye kwumva ko bafise uburenganzira bwo guhamagara Uhoraho ngo yerekane ubushobozi bwiwe kugira ngo baronke intsinzi ku bansi babo, kiretse Imana ishobora kuhaherwa iteka no gushirwa hejuru mu kubikora. Iyaba Yesu yaritibuye avuye ku gasongero k'urusengero, ntibiba vyarahesheje icubahiro Data, kuko nta n'umwe yari kuba yarabonye igikorwa atari Satani
[58] n'abamarayika b'Imana. Kandi vyari kuba kugerageza Uhoraho kwerekana ubushobozi bwiwe ku mwansi mubi gusumba abandi. Kwari ukugamburukira uwo Yesu yaje kunesha.

"Aramudugana, amwereka ubwami bwose bwo mw'isi mu kanya gato. Umurwanizi aramubwira, ati Ndaguha ububasha bwose n'ubwiza bwabwo, kuko jewe nabuhawe, kandi mbuha uwo ngomba wese: nuko niwamfukamira, ukansenga, ubwo bwose buraba ubwawe.

"Yesu aramwishura, ati Vyanditswe ngo Usenge Uhoraho, Imana yawe, abe ari yo usaba yonyene." Luka 4:5-8.

Satani yeretse Yesu ubwami bwo kw'isi mu muco ukwegakwega amaso kurusha uko bisanzwe. Iyo Yesu aza kumusenga ubwo nyene, yari yemeye guca aheba kwemeza ko isi ari rwiwe. Nimba umugambi w'agakiza wariko uraja mu ngiro kandi Yesu akaba akwiye gupfa kugira ngo acungure abanyavyaha, Satani yari azi ko ububasha bwiwe bwite buzogira ikikubuza gushika aho busanzwe bugera maze impera n'imperuka akabwakwa, hanyuma akarandurwa. Gurtyo rero yari yatetse umutwe, ko bishobotse, yobuza Yesu kunonosora igikorwa gihambaye yari yatanguye. Nimba umugambi w'Imana wari kuneshwa, Satani yari kugumana ubwami yamye aburana. Yihenze ngo azoganza abangikanye n'Imana yo mw'ijuru.

**Umugerageji akankamirwa**-Satani yarahimbawe aho Yesu yashira ku ruhande ububasha bwiwe n'icubahiro maze akava mw'ijuru. Yibaza ko ivyo bishize Umwana musi y'ububasha bwiwe. Ikigeragezo caroroshe gufata wa mu ryango w'abavyeyi bacu bambere bera bari muri Edeni ku buryo yizera ko akoresheje ububasha bwiwe nka Satani hamwe n'amayeri ashobora no gutembagaza n'Umwana w'Imana, hanyuma rero agaheza agacungura agatwe kiwe hamwe n'ubwami bwiwe. Iyo aza gushobora kugerageza Yesu ngo ave mu bugombe bwa Data, yari gushobora no gushika

ku ntumbero yiwe. Mugabo Yesu yahuje ubwayi n'umugerageji amukankamira ati: "Herera inyuma yanje, Satani!" Yabwirizwa gufukamira Se gusa. [59]

Satani yemeza ko ubwami bwo kw'isi ari ubwiwe maze agasaba Yesu ko yokwepa umubabaro, kugira ngo ntarinde gupfa kugira ngo aronke ubwami bwo kuri iyi si. Nka hamwe yomusenga gusa, yoca aronka ubutunzi bwose bwo kw'isi hamwe n'icubahiro kiva ku kubuganza. Mugabo Yesu ntiyatirimutse. Yari azi ko igihe kigiye kuza aho, biciye ku kiguzi c'amaraso yiwe, agiye gucungura ivyo vyose abikuye mu minwe ya Satani, kandi ko inyuma y'aho, inyuma y'ikiringo runaka, ijuru ryose n'isi bizoba musi yiwe. Yahisemwo ubuzima bwiwe bw'imibabaro hamwe n'urupfu rwiwe ruteye ubwoba nk'inzira yo kuba samuragwa aciye mu nzira yemewe y'ubwami bwo mw'isi no kubuhabwa mu biganza ngo abuganze ibihe vyose. Satani nawe azoshirwa mu biganza vyiwe kugira ngo arandurwe biciye mu rupfu, kugira ngo ntaze asubire guhagarika umutima Yesu canke abacunguwe biwe mu bwiza.

## Igikorwa Ca Kristo

Satani amaze kurangiza ibigeragezo vyiwe, asiga Yesu akanya gato. Abamarayika bamutegurira ibifungurwa mu bugaragwa kandi baramukomeza, hanyuma umugisha wa Data umuzako. Ibigerageza vy'akamarampaka biteye ubwoba kurusha ibindi vya Satani vyari vyananiwe, yamara yari arindiranye igishika igihe Yesu azoba atanguye igikorwa ciwe, aho mu kindi gihe azomugerageza akoresheje amayeri atandukanye. N'ubwo nyene yari acizigiye kumutsinda mu kugumura abatazokwakira Yesu ngo bamwanke hanyuma bamurandure.

Satani hamwe n'abamarayika biwe bari bafatiriwe cane mu gihe yariko ararangura igikorwa ciwe, ahumekera abantu ukutizera, urwanko, hamwe n'ubushangashirwe. Kenshi Yesu avuze Ukuri gukarishe, kwerekana ivyaha vyabo, abantu baca buzura umujmya. Satani n'abamarayika biwe baguma babosha ngo bake ubuzima Umwana [60]
w'lmana. Irirenze rimwe baratora amabuye ngo bamutere, mugabo abamarayika bakamurinda maze bakamujana bamurahuye mu vyara vy'abo bantu babambawe bakamushira mu kibanza gitekanye. N'aho nyene, uko Ukuri kweruye kwava mu minwa yiwe yera amas-

inzi yaramufata maze bakamushira kugatemwe kumusozi ngo bamute mu manga. Hanyuma bagatangura guharira kuco bakwiye kumukoza, abamarayika bakongera bakamunyegeza aho batabona, akabaca hagati akigira.

Satani yaguma yizera ko umugambi uhambaye w’agakiza uzosendwa. Vakoresha inkomezi ziwe zose kugira ngo atere imitima y’abantu gukomantara hamwe n’ibigumbagumba vyabo kuba umururazi kuri Yesu. Yizera ko bake aribo bazomwizera nk’Umwana w’lmana maze agashira ku munzane umubabaro wiwe hamwe n’ikimazi ciwe ko birengeye kuba ivy’akarwi gato. Mugabo n’iyo haza kuba babiri bizera Yesu nk’Umwana w’lmana hanyuma bakamwizera kuvy’agakiza, yari gusohoza umugambi wiwe.

**Kwirura ababaye**-Yesu yatanguye igikorwa ciwe mu kumenagura ubushobozi bwa Satani ku mubabaro. Yasubije itoto abarwaye bagira amagara mazima, ahereza kubona impumyi, akiza ibimuga, atuma vyiterera hejuru vyuzuye umunezero no guhimbaza Imana. Asubiza itoto abari bamaze igihe kirekire barwaye, afata mpiri ubushobozi bubi bwa Satani imyaka myinshi. Hamwe n’amajambo y’ubuntu yararemesheje abanyentege nke, abahinda agashitsi hamwe n’abakengeretse. Ba magoyagi, n’abababaye abo Satani yari yaranesheje, Yesu abagobotora mu vyara vyiwe, abaha amagara muvy’umubiri hamwe n’uguhimbarwa n’umunezero. Azura abapfuye, bahimbaza Imana ku kwerekanwa kw’ububasha bwayo. Akora mu buryo bwuzuye inkomezi kur’abo bose bamwizera.

Ubuzima bwa Kristo bwari bwuzuye amajambo n’ibikorwa
[61] vy’uburwaneza, ukubabara abandi, hamwe n’ureukundo. Yama na ntaryo yiteguye kwumviriza no gutezurira ingorane abaza kuri we. Imibiri yakira y’amasinzi y’abantu yari itwaye ibimenyamenya vy’ububasha bw’ijuru. Yamara inyuma y’aho yaba amaze gubakorera vyinshi, benshi baramaramara kubw’uwo Mubwirizabutumwa aciye bugufi mugabo w’umunyenkomezi. Kubera ko abarongozi batamwizera, abantu ntibashaka kwakira Yesu. Yari umugabo w’umunyamibabaro azi intimba uko imeze. Ntibihanganira kuyoborwa n’ubuzima bwiwe burangwa no kujana n’ivyoroheje, kandi bwo kwiyanka. Bashaka kuryohererwa icubahiro isi itanga. Yamara rero benshi barakurikiye Umwana w’lmana hanyuma bakumviriza ivyo avuga, bagahimbarwa n’amajambo ava ku minwa yiwe

azananye Ubuntu. Amajambo yiwe yari yuzuye insiguro, ariko rero n'umwe muri bo w'umunyantege nke asanzwe yarashobora kuyatahura.

**Abarwanizi ataco bashikako**-Satani hamwe n'abamarayika biwe barasuka uruhuni mu maso n'umwijima mu bwenge bw'Abayuda, hanyuma ateza umugumuko abakuru mu bantu hamwe n'abatware kugira ngo bake ubuzima bw'Umukiza. Abatware barungika abandi babazanire Yesu, mugabo abo nabo bamwegereye aho aherereye bagatangara cane. Baramubona yuzuye ukwitaho abandi hamwe n'akagongwe ariko araraba imibabaro y'abantu. Baramwumva avuga mu rukundo hamwe n'ubugwaneza atera intege abanyentege nke hamwe n'abababaye. Baramwumva kandi, avugana ububasha, akankamira ubushobozi bwa Satani yongera ategeka abo yagize imbohe ngo bagende bidegemvya. Barumviriza amajambo yiwe y'ubwenge, bagaca bafatwa mpiri. Ntibashobore kumufata. Bagasubira inyuma ku baherezi n'abakuru batajanye Yesu.

Bababajije bati: "Kuki mutamuzanye?" Baca bishura ko babonye ibitangaza, hamwe n'amajambo y'ubwenge yera yiwe, urukundo, hamwe n'ubumenyi bumvise.

Bagaherahereza mu kuvuga bati, "Ntitwari bwigere twumva [62]
umuntu n'umwe avuga nkawe!" Yohana 7:45, 46. Abakuru mu baherezi babagiriza ko nabo bazimijwe, maze bamwe mu barongozi bakamaramazwa n'ingene batamufashe. Abaherezi bakabaza n'ugukankama nimba hoba hariho abakuru boba bamaze kumwizera. Benshi mu bacamanza hamwe n'abakuru bari bamwizeye, mugabo Satani yabateje kubinuma ngo ntibavyemere. Batinya gukaririrwa n'abantu gusumba uko batinya Imana.

Kugeza aho amayeri y'imitego hamwe n'urwanko rwa Satani ntivyari bwasenyure umugambi w'agakiza. Igihe cariko kiregereza kuri Yesu kugira ngo ashitse intumbero yari yamuzanye mw'isi. Satani hamwe n'abamarayika biwe bari bagiye inama maze bafata ingingo yo guteza ihanga rya Kristo nyene ngo batere induru bashaka amaraso yiwe no gukoraniriza hamwe ububisha hamwe no kumurakira. Bizera ko Yesu yokwanka gufatwa uko agaheza akananirwa guca bugufi n'ubugwaneza.

Mu gihe Satani yariko arashira hirya no hino imigambi yiwe, Yesu yariko arugururira mu bugwaneza imibabaro yiwe abwirizwa gucamwo-ko azobambwa hanyuma akazuka ku musi ugira

gatatu. Mugabo ugutahura kwabo kwasa n'ukwijimye, ntibashobora gutahura ivyo yari yababwiye. Ugukuyangana-Ukwizera kw'abigishwa kwarakomejwe bihambaye mu gihe co gukayangana, aho bemerewe kubona ubwiza bwa Kristo hanyuma bakumva ijwi rivuye mw'ijuru rishinga intahe kamere yiwe y'ijuru. (Raba Matayo 17:1-8.) Imana yahisemwo guha abakurikiye Yesu ikimenyamenya gihambaye ko ari we Mesiya yasezeranywe, kugira ngo mu mubabaro wabo w'umururazi hamwe no kugwa mu kantu igihe yabambwa, kugira ngo ntibatakaze ukwizera ijana kw'ijana. Mu gihe co gukayangana Uhoraho yarungitse Mose na Eliya ngo bavugane na Yesu kuvyerekeye imibabaro yiwe n'urupfu rwiwe. Mu gishingo co guhitamwo abamarayika ngo baganire n'Umwana
[63] w'lmana, Imana yahisemwo abantu bo ubwabo baciye mu bigeragezo vyo kw'isi.

Eliya yari yaragendanye n'lmana. Igikorwa ciwe cari kigoye kandi kirimwo ibigeragezo, kuko biciye muri we Uhoraho yari yarashize ahabona ivyaha vya Isirayeli. Eliya yari umuvugishwa n'lmana, yamara vyabaye ngombwa ko aza arahunga ava mu kibanza kimwe aja mu kindi kugira arokore agatwe. Ihanga ryiwe bwite ryaramuhize nk'inyamaswa yo mw'ishamba kugira ngo bamurandure. Imana yimura Eliya. Abamarayika baramujana mu bwiza hamwe n'intsinzi, atabanje guhonja urupfu.

Mose yari uwuhambaye kurusha abantu bose boba bari barabayeho imbere yiwe. Imana yari yaramuteye iteka ryinshi. Yatewe iteka ryo kuvugana n'Uhoraho imbonankubone, nk'uko umuntu avugana n'umugenzi wiwe. Yaremerewe kubona umuco ukayangana hamwe n'ubwiza bw'akaburarugero butwikiriye Data. Biciye muri Mose Uhoraho yabohoye Abisirayeli abavana mu buja bw'Abanyegiputa. Mose yari umuhuza w'abantu biwe, na ntaryo yahagara hagati yabo n'uburake bw'lmana. Igihe uburake bw'lmana bwari bwabaye bwinshi kuri Isirayeli kubwo kutizera kwabo, ukwidodomba, hamwe n'ivyaha vyabo vy'agahomerabunwa, urukundo Mose yabakunda rwarageragejwe. Imana itanga iciyumviro co kubarandura hanyuma igakura ihanga rikomeye muri we. Mose yerekana urukundo afitiye Isirayeli mu kwinginga ashimitse kwiwe ku bwabo. Mu mubabaro wiwe yasenze Imana ngo yigarure mu burake bwayo maze iharire Isirayeli, canke ihanagure izina ryiwe mu gitabo cayo.

Mose yaciye mu rupfu, mugabo Mikayeli aramanuka amusubiza ubuzima imbere y'uko umubiri wiwe ubora. Satani yagerageje gufatira ikiziga ciwe, avuga ko ari iciwe, mugabo Mikayeli azura Mose maze amujana mw'ijuru. Satani yaraniganye yuzuye umururazi, arega ko idafise ubutungane mu kwemera ko isahu ryiwe aryakwa. Mugabo Kristo ntiyatutse uwo murwanizi wiwe, n'aho vyaciye mu bigeragezo vya Satani ko umusuku w'lmana yari yaguye. Mu bug- [64]
waneza yamuvuzeko kuri Data, ati: "Uhoraho aguhane!" Yuda 9.

Yesu yabwiye abigishwa biwe ko bamwe mu bahagaze hamwe nawe batazohonja kurupfu kugeza babonye ubwami bw'lmana buzananye n'ubushobozi. Mu gihe yahinduka ukundi mu maso yabo iryo sezerano ryaragiye mu ngiro. Mu maso ha Yesu hahindurirwa ngaho, hakayangana nk'izuba. Impuzu ziwe zirera no gukayangana. Mose yari ngaho ngo aserukire abazozurwa bakuwe mu bapfuye igihe Yesu azogarukirako. Eliya nawe, yari yarajanywe atabonye urupfu, yaserukira abazohindurwa bakambara ukudapfa Kristo niyagaruka maze bakajanwa mw'ijuru batabonye urupfu. Mu guhinda agashitsi hamwe n'ubwoba abigishwa barabonye ubwiza bw'ubukuru butovugwa bwa Yesu hanyuma igicu kirabatwikira, maze bumva ijwi ry'lmana mu bukuru buteye ubwoba, rivuga riti, "Uyu ni we Mwana wanje nkunda. Ni mumwumve!"

[65] # Ikigabane c’umunani: ikimazi c’inkuka

### Uguhemukirwa Kwa Kristo

Satani yari yarahenze Yuda maze amushikana ku kwiyumvira ko ari umwe mu bigishwa ba Yesu b’ukuri, mugabo umutima wiwe wama na ntaryo ar’uw’umubiri. Yari yarabonye ibikorwa vy’inkomezi vya Yesu, yari yarabanye nawe mu gikorwa ciwe, kandi yari yaremeye ata gisigaye inyuma ibimenyamenya bijanye n’ubushobozi bw’ikirenga bw’uko yari Mesiya, mugabo Yuda yari umunyenzingo kandi yipfuza. Yarakunda amahera. Yaridoze ababaye ku mavuta y’igiciro Mariya yasutse kuri Yesu.

Mariya yarakunda Umwami wiwe. Yari yahariye ivyaha vyiwe, ivyo navyo bikaba vyari vyinshi, maze azura mu bapfuye musaza wiwe yakunda kandi akumva ata kintu na kimwe cari gifise agaciro nko gusuka kuri Yesu. Ayo mavuta y’agaciro kanini cane, uburyo bwiza kurusha ubundi yari kwerekana umutima wo gushima Umukiza wiwe kwari ukuyamuhebera.

Nk’urwitwazo, Yuda yashikirije ko ayo mavuta yari kugurishwa hanyuma bagahereza aboro. Mugabo ntikwari kubera ko yari afitiye umwitwarariko na muke aboro. Yarikunda, kandi kenshi yama asotora kuvyo yabikijwe, ku nyungu ziwe, amahera yahariwe aboro. Igikorwa ca Mariya cerekana umutima wo gutanga yari ugukankamirwa gukarishe gusumba ukundi kwa kamere yiwe yo kwipfuza. Ivyo rero vyateguye inzira ikigeragezo ca Satani cocamwo kigasanga cisanze mu mutima wa Yuda.

Abaherezi hamwe n’abakuru b’abayuda baranka Yesu, mugabo amasinzi y’ibihumbi n’ibihunguruka vyaraja aho ari kugira vyumvirize amajambo yiwe y’ubwenge no kwibonera ibikorwa vyiwe vy’inkomezi. Abo bantu barabuzwa amahoro n’umwitwarariko w’abantu hamwe n’ingene bakurikirana babikunze Yesu ngo bumve ivyo uwo Mwigisha w’igitangaza yavuga. Benshi mu bakuru
[66] baramwizeye, mugabo ntibubahuka kwatura ukwizera kwabo kubwo gutinya gusohorwa mw’isinagogi. Abaherezi n’abakuru bafata in-

gingo ko habwirizwa kugira ikintu gikorwa kugira abantu bave kuri Yesu. Baratinya ko abantu bose bohava bamwizera. Ntibibonamwo umutekano wabo ubwabo. Babwirizwa guhitamwo gutakaza ibiti vyabo canke kwica Yesu. Kandi inyuma yo kumwica, hakagumaho ivyibutso bizima vy'ububasha bwiwe.

Yesu yari yazuye Lazaro mu bapfuye, kandi batinya ko nimba ari ngombwa ngo bice Yesu, Lazaro azohava ashinga intahe ivy'ububasha bwiwe buhambaye. Abantu baguma baza ku bwinshi kuraba uwo mugabo yazuwe mu bapfuye, gurtyo rero abakuru bari bamaze gufata ingingo itisubirako yo kwica na Lazaro nawe babe bagabanije uwo mushuhira. Hanyuma bagaheza bagahindukiriza abantu ku migenzo n'inyigisho z'abantu, ngo batange ikigiracumi ca anisi na kumino, maze basubire babagireko ubwaku. Baca bemeranya ko bahagarika Yesu ari wenyene, kuko iyo baza kugerageza kumufatira mu bantu benshi igihe ubwenge bw'abantu bumuriko, bari kubatera amabuye.

Yuda yari azi ingene bahagaritswe umutima n'ingene boronka Yesu, aca rero aremera kumugurisha kubakuru b'abaherezi hamwe n'abaganza kubw'intete nkeya z'ifeza. Urukundo rwiwe rw'amahera rwamushikanye kwemera guhemukira Umwami wiwe akamugurisha mu biganza vy'abansi bamwanka bimwe vy'umururazi uhanitse. Satani yariko arakorera ikibiriraho muri Yuda, kandi hagati y'ibirori vy'agakura vy'isangira ryanyuma mw'ijoro umuguranyi yariko arateka imitwe y'ingene yogurisha Umwigisha wiwe. Yesu mu mubabaro mwinshi yarabwiye abigishwa biwe ko bose ivyiwe bihava bibatsitaza iryo ryoro. Mugabo Petero aremeza yivuye inyuma ko n'aho abandi bose bashora gutsitara ku bwiwe, ko wewe adatsitara. Yesu arabwira Petero ati, "Satani yabasavye ngo abagosore nk'ingano; ariko wewe nagusengeye ng'ukwizera kwawe ntiguhere. Nawe ni wamara guhinduka, uz'uremeshe bagenzi bawe." Luka [67]
22:31,32.

**Mu gashamba**-Yesu yari mu gashamba ka Getsemane ari kumwe n'abigishwa. Afise umubabaro mwinshi cane abasaba ngo babe maso kandi basenge, kugira ngo ntibaje mu mosha mabi. Var'azi ko ukwizera kwabo ari itegeko ko kugeragezwa kandi ivyo bari biteze babonye bitabaye uko bari bavyiteze barwa mu kantu, kandi ko baza gukenera inkomezi zose bashobora kuronka biciye mu kuba maso cane hamwe no gusenga bishimitse. Ariko ararira

abogoza, Vesu yarasenze, ati: "Data, nimba biguhimbaye, kura iki gikombe kindengane; ariko ntibibe uko jewe ngomba, ahubwo bibe uko wewe ugomba." Luka 22:42. Umwana w'lmana yarasenganye umubabaro. Ibitonyanga binini vy'amaraso bikoranira mu maso hiwe hanyuma bigakorokera hasi. Abamarayika bariko baratambatamba muri ico kibanza babona uko bigenda, mugabo umwe gusa niwe yahawe igikorwa co kugenda gukomeza Umwana w'lmana mu mubabaro wiwe.

Inyuma y'aho Yesu ahejeje gusenge aza aho abigishwa biwe bari, mugabo asanga barasinziriye. Muri iyo saha iteye ubwoba ntiyaronse indemesho mbere n'amasengesho n'ay'abigishwa biwe. Petero, yari umunyamwete akarishe imbere y'aho gato, yari aremerewe n'itiro. Yesu aramwibutsa amajambo meza yari yavuze maze aramubwira ati: "Mbega ntimurushe mubana nanje n'isaha n'imwe? Matayo 26:40. Umwana w'lmana yasenze gatatu yuzuye umubabaro."

**Yuda ahemukira Yesu**-Hanyuma Yuda araseruka ari kumwe n'akarwi kiwe k'abagabo bitwaje ibigwanisho. Yegera Yesu nk'uko bisanzwe ngo amuramutse. Abo bantu bitwaje ibigwanisho bakikuza Yesu, mugabo aca yerekana ubushobozi bwiwe bw'ubumana, igihe yavuga ati, "Muriko murondera nde?" "Ni jewe nyene." Barwa bagaramye hasi. Yesu yabajije iki kibazo kugira ngo babone
[68] ubushobozi bwiwe kandi baronke ikimenyamenya ko yari gushobora kwikura mu maboko yabo iyo abishaka.

Abigishwa batangura kwizigira babonye uwo murwi wari witwaje ubuhiri n'inkota bagwa n'ingoga nk'uko. Bahagurutse barasubira bakikuza Umwana w'lmana. Petero akura inkota mu rwubati maze akubita umusuku w'umuherezi mukuru, amuca ugutwi. Yesu amutegeka gusubiza inkota murwubati, avuga ati, "Ugira ngo sinoshobora kwinginga Data, na we akandukira ubu nyene abamarayika basaga legiyoni cumi na zibiri?" Matayo 26:53. Imitima y'abigishwa nayo isoma nturi mu mwiheburo hamwe no kugwa mu kantu kwuzuye umururazi mu gihe Yesu yemera ubwiwe ko abansi bamujana.

Abigishwa batinyira ubuzima bwabo, hanyuma bose baramuta, bariruka. Yesu asigara wenyene mu maboko y'abicanyi bagazwe. Mbega ukuntu Satani yari yatsinze! Mbega umubabaro n'ukwijirirwa vyari mu bamarayika b'lmana! Imigwi myinshi

y'abamarayika bera, umwe wose uhagarikiwe n'umumarayika muremure abategeka, bararungitswe kuraba uko ibintu biriko biragenda. Bari bajejwe kwandika igitutsi cose hamwe n'ububisha vyakorerwa Umwana w'lmana, no gushira mu nyandiko ikintu cose caranze uguhagarika umutima Yesu yahuye naco, kuko abo bantu nyene bihurije hamwe mur'iryo bara bazosubira kubibona mu vyaranze ubuzima bwabo.

### Kristo Yumvirizwa N'intahe

Satani n'abamarayika biwe bari bazambaye mu nzu y'iburaniro, mu kwica ibigumbagumba n'ikibabarwe c'umuntu. Icuka cari kiremerejwe kandi cononywe n'ubwaku bwabo. Baha ivyiyumviro vy'abaherezi bakuru hamwe n'abakuru ngo batuke no guhohotera Yesu mu buryo bugoye kwihanganirwa n'imero y'umuntu. Satani yibaza ko agacokoro hamwe n'igikenye bishobora guteza ukwidoga canke kuvugira mu bwongoshwa k'Umwana w'lmana, canke ko [69]
yokwerekana ubushobozi bwiwe nk'lmana hanyuma yigobotore mu vyara vy'uwo murwi w'inkorabara, kugira ngo biciye mur'iyo nzira umugambi w'agakiza uheze utsindwe.

**Petero amwihakana**-Petero yarakurikiye Umwami wiwe inyuma yo guhemukigwa kwiwe. Yari ahagaritswe umutima wo kubona ivyoshikira Yesu. Mugabo igihe yagirizwa ko ari umwe mu bigishwa ba Yesu, gutinya kuhasiga agatwe kwamushikanye kwatura ko atazi uwo mugabo. Abigishwa bari bazwi nk'abantu bafise imvugo itagira amahinyu, hanyuma Petero, kugira ngo yemeze abamwagiriza ko atari umwe mu bigishwa ba Kristo, yihakana ico cagiriji ubugira gatatu akoresheje kwisiba n'indahiro. Yesu, yari kure gato ya Petero, arahindukira yuzuye umubabaro, amwitegerezanya indabo yo kumuhana. Hanyuma iyo ntumwa yibuka amajambo Yesu yari yamubwiye bari mu cumba co hejuru, hanyuma kandi n'amajambo yiwe yari yivugiye n'ubwira bwinshi, "Ivyawe n'iyo vyotsitaza bose, jeho nta ho bizontsitaza." Matayo 26:33. Yari yihakanye Umwami wiwe, mbere yongeyeko kwisiba n'indahiro, mugabo kurabwa na Yesu kwarashongesheje umutima wa Petero maze kuramukiza. Ararira yuzuye umururazi kandi arihana icaha ciwe gihambaye, maze arahindukira, aho rero yari yiteguye gukomeza abavukanyi biwe.

**Mu ngoro y'ubucamanza**-lryo shengero ryose riterera induru rimwe basaba amaraso ya Yesu. Abasirikare baramushinyagurira, bamwambika ikanzu y'ubwami ishaje, hanyuma bambika umutwe wiwe wera urugori rw'amahwa. Bamufumbatisha irenga mu kiganza hanyuma baramwunamira, bamushinyagurira bati: "Ndagize bwakeye, Mwami w'Abayuda." Yohana 19:3. Hanyuma baraheza batora iryo renga ryari mu kiganza ciwe bararimukubitisha mu mutwe, ivyo navyo bigatuma amahwa amucumita, hanyuma amaraso aratemba mu maso no mu bwanwa.

[70] Yesu yari azi ko abamarayika biwe bariko bararaba ingene ugukengerwa kwiwe kuriko kuragenda. Umumarayika w'umunyentege nke kurusha abandi yari gushobora ku mugobotora, ivyo navyo bikaba vyari gutuma uwo mugwi ugwa bukumbi. Yesu yari azi ko asavye Data, abamarayika bomukura mu vyara vy'uwo mugwi. Mugabo vyari nkenerwa kuri we ko ababazwa n'abanyakibi, kugira ngo umugambi w'agakiza usohore.

Yesu yahagararanye ubugwaneza kandi aciye bugufi imbere y'uwo mugwi w'inkorabara mu gihe bamuhohotera bimwe bibi. Bamucira mu maso-mu maso ha handi umusi umwe bose bazinyegeza, hamwe hazotanga umuco ku gisagara c'lmana hanyuma hakarushiriza gukayangana gusumba izuba. Kristo ntiyigeze arabana igitsure kubagirira nabi. Batwikiriye umutwe wiwe impuzu ishaje, baramutwikira mu maso, hanyuma bamukubita mu maso bamubaza bati, "Vugishwa, Ni nde agukubise?" luka 22:64. Bamwe mu bigishwa biwe bari bashize ubwoba ko bokwinjira aho Yesu ariko hanyuma bakabona ingene yumvirizwa. Bari biteze ko yokwerekana ubushobozi bwiwe bw'ijuru, akivana mu vyara vy'aabansi biwe, hanyuma agahana ububisha bwabo bamwerekanyeko. Ivyo vyizigiro vyabo vyaraza bikongera bigakamangana uko ibintu vyatera bigenda. Rimwe rimwe barakekeranya, bafise ubwoba ko bazimiye. Mugabo rya jwi bumvise kumusozi wo gukayangana, hamwe n'ubwiza bahaboneye, vyarakomeza ukwizera kwabo ko ari Umwana w'lmana. Baribuka ivyo babonye, ibitangaza bari barabonye Yesu akora mu gukiza abagwaye, muguhumura amaso y'impumyi, kuzibura amatwi y'ibipfamatwi, gukankamira no gusenda abadayimoni, kuzura abapfuye, hamwe mbere no guhumuza ingunza mu kiyaga.

Ntibashobora kwemera ko yopfa. Barizigira ko ashobora guhagurukana ubushobozi, hamwe n'ijwi ririmwo itegeko agahundagaza

uwo murwi unyotewe amaraso, nk'uko igihe yinjira mu rusengero [71]
agaheza akirukana abadandaza hamwe n'abavunja amahera bari bagize inzu y'lmana ikibanza co kudandarizamwo, igihe bamuhunga nk'aho ari umugwi w'abasirikare witwaje ibigwanisho uriko urabirukako. Abigishwa bizigira ko Yesu aza kwerekana ubushobozi bwiwe hanyuma akumvisha bose ko ari we Mwami wa Isirayeli.

**Kwatura kwa Yuda**-Yuda yari yuzuye ukwicuza hamwe n'ibiteterwa birangwa n'umururazi kubw'igikorwa ciwe co kugambanira Yesu. Amaze kubona ukuntu bakubaguye Umucunguzi, ararengerwa. Yari yarakunze Yesu, mugabo yakunda amahera kuruta. Ntiyari yiyumviriye ko Yesu yoreka uwo murwi yazanye ukamufata. Yari yiteze ko akora igitangaza hanyuma akabavamwo. Mugabo amaze kubona ishengero ry'abantu ryabambawe mu nzu y'iburaniro, banyotewe amaraso yiwe, yaciye yumva mu buryo bwimbitse ikosa ryiwe. Mu gihe benshi bariko baragiriza Yesu bashimitse, Yuda yaraserutse mw'ikoraniro, yatura ko yacumuye mu kugura amaraso y'uwutagira igicumuro. Ashikiriza abaherezi amahera bari bamuhemvye, abasaba ko barekura Yesu, avuga ko atagira icaha na kimwe.

Umwanya muto, ishavu hamwe n'urujijovyateyeabaherezi ku numa. Ntibashaka ko abantu bamenya ko bari bahereye umwe mu bitwa abakurikiye Yesu kugira amubahe. Bashaka kunyegeza ko bahize Yesu nk'igisuma hanyuma bakamufata mw'ibanga. Mugabo ukwo kwatura kwa Yuda, n'ingene yaboneka ko afise ico yiyagiriza ajonjogoye vyashize ahabona abaherezi imbere y'ishengero, vyerekana ko rwari urwanko rwabateye guhagarika Yesu. Mu gihe Yuda yatangaza n'ijwi rirenga ko ata caha agira, abaherezi baramwishuye bati, "Bidutwaye iki? N'ivyawe!" Matayo 27:4. Yesu bari bamufise mu vyara vyabo kandi bari baza bafashe ingingo idasubira inyuma yo gusozera imigabo yabo. Yuda amaze kurengerwa n'umubabaro, aterera ya mahera yari ageze aho ayak-
engera ku birenge vy'abari bamuherereye, hanyuma, afise umujinya [72]
hamwe n'ibimaramare, aragenda aca arimanika.

Yesu yari afise benshi bamufitye ikibabarwe harunde yiwe, kandi kuba ataco yishura kubibazo vyinshi bamubaza vyaratangaza abahakoraniye. Ariko ashinyagurirwa hamwe n'igikenye uwo mugwi wamugirako, nta minkanyari, nta n'ukwerekana ko ahangayitse mu maso hiwe. Yari atewe iteka kandi atekanye. Ababiraba bamwite-

gerezanya ugutangara.baragereranije ukuntu yari ashikamye kandi adatirigana, n'ukuntu yari atekanye hamwe n'ingene abari bicaye bariko baramucira urubanza rwo kumutsindisha, hanyuma baravugana hagati yabo ko yaboneka nk'umwami gusumba umwe wese wo muri abo bakuru. Nta kimenyetso c'inkozi y'ikibi yari afise. Ijisho ryiwe ryari ritekanye, ritomoye kandi ata bwoba rifise, uruhanga rwiwe rwari rwagutse kandi rwemye. Uko yaboneka kwose kwarangwa n'ubugwaneza hamwe n'ingingo ngenderwako y'umwubahwa.

Ukwihangana kwiwe hamwe n'ukwifata ntivyasa n'ivy'umuntu asanzwe ku buryo benshi bajugumiye. Na Herodi na Pilato barabuze amahoro rwose kubw'ugutekana hamwe n'itekane vyiwe.

**Yesu imbere ya Pilato**-Kuva ubwa mbere, Pilato yari azi neza adakekeranya ko Yesu atari umuntu asanzwe. Yarizera ko yarangwa na kamere y'akaroruhore kandi atacaha afise ijana kw'ijana kuvyo bamwagiriza. Abamarayika bariko baribonera ibiriko biraba barabona ko abo batware b'Abaromani babonye ko ataco azira, hanyuma bakagerageza kumurokora kugikorwa co gutanga Kristo ngo abambwe, umumarayika arungikwa kumugore wa Pilato, uwo nawe amenyesha amakuru biciye mu nzozi ko ari Umwana w'lmana umugabo wiwe ariko arabaza, kandi ko ata kintu na kimwe azira n'aho ababazwa. Ubwo nyene aca arungikira ubutumwa Pilato,
[73] buvuga ko yababajwe vyinshi mu nzozi kubwa Yesu yongera amugabisha ngo ntagire ico akora kur'uwo muntu w'umugorortsi. Intumwa isunika abantu bari bakinje, ashira ikete mu minwe kwa Pilato. Arisomye, aragugumwa kandi aca ariraburanigwa, ubwo nyene aca afata ingingo itisubirako ko ata kintu na kimwe kijanye no kumwica aza gukora. Nimba Abayuda bakeneye amaraso ya Yesu, ko we ata bwaku yoshiramwo, ahubwo ko aza gukora kugira ngo amubohore.

Arungikwa kwa Herodi-Pilato yumvise ko Herodi ari I Yerusalemu, yarumvise ko aremurukiwe rwose, kuko yibaza ko aza kubihunga ngo ntiyagirwe no gushira mumburano no gutsindisha Yesu. Ubwo nyene aca aramurungika, ari kumwe n'abamwagiriza, kwa Herodi. Uwo mutware yari yarakomantariye mu caha. Urupfu rwa Yohana Umubatizi rwari rwasize mu mutimanama wiwe agahonzi kari karanse kumuvamwo. Yumvise ivya Yesu hamwe n'ibikorwa bikomeye yari yarakoze, yaratinye arahinda agashitsi,

yibaza ko yoba ari Yohana yazutse mu bapfuye. Pilato abimutayeko Yesu, Herodi yaciye afata ko ari igikorwa co kwemera ubutware, ububasha, hamwe n'imanza ziwe. Ibi vyatumye abo bategetsi babiri baba abagenzi, kandi imbere y'aho bari abansi. Herodi yarahimbawe no kubona Yesu, yiteze yuko ahava akora igitangaza c'inkomezi kugira ngo amushike kunyota. Yamara nticari igikogwa ca Yesu guhimbara abanyamakenga canke kurondera umutekano wiwe bwite. Yoshobora kwerekana ubushobozi bwiwe bw'ubumana bw'igitangaza kubw'agakiza k'abantu, mugabo Atari kubwiwe gusa.

Yesu ntaco yishuye kubibazo vyinshi Herodi yamubajije, canke ngo yishure abansi biwe, bariko baramwagiriza bashimitse. Herodi yarashangashiwe kubera ko Yesu atabonetse ko atinya ubushobozi bwiwe, hamwe n'abarwanyi biwe yaratonaguye, aracumita, mbere aratoteza Umwana w'lmana. Yamara yaratangajwe n'ukuntu Yesu yaboneka nk'umunyacubahiro, asa n'lmana aho yamuhohotera [74]
atadusoni afise, maze, atinya kumutsindisha, amurungika kwa Pilato.

Satani hamwe n'abamarayika biwe bariko barageregeza Pilato kugira aze ahasigare. Bamwereka ko n'atagira uruhara mu gutsindisha Yesu, abandi babikora. Ikoraniro ryari rinyotewe amaraso ya Yesu, kandi ko Pilato atamutanze ngo abambwe, azotakaza ubutegetsi bwiwe hamwe n'icubahiro c'isi hanyuma akaregwa ko yizera uwo muhumvyi. Biciye mubwoba bwo gutakaza ubutegetsi n'ububasha, Pilato aremeza urupfu rwa Yesu. N'aho yashize amaraso ya Yesu ku bamwagirije, ishengero naryo ryaravyakiriye, rivugiriza induru rimwe ngo, "Amaraso yiwe araba ari twebwe akora, n'abana bacu." Matayo 27:25, yamara Pilato ntiyari atabifisemwo uruhara; nawe nyene amaraso ya Kristo yaramwagira. Kubw'inyungu ziwe z'inarije, urukundo yakunda icubahiro kiva ku bantu bakomeye bo kw'isi, atanga iyo nzirakarengane ngo yicwe. lyo Pilato aza gukurikira ivyo yemera, ntabwo yari kwagirwa na kimwe mu gutsindisha Yesu.

Uko Yesu yaboneka hamwe n'amajambo yavuga mu gihe bariko baramwumviriza vyarasize ikintu gikomeye mu bwenge bw'abari ngaho. Ingaruka y'ukwo kuboneka zaribonekeje inyuma yo kuzuka kwiwe. Mu biyongereye kw'ishengero, hariho benshi ukunyurwa kwabo kwahereye igihe yariko arabazwa muri sentare.

Umujinya wa Satani abonye ingene ubwo bubisha bwose Abayuda bagize kuri Yesu butamuteye n'umwidogo n'iyo woba muto kuri we. N'aho yari yariyambitse ishusho y'umuntu, yari azigamwe n'igihome kimukingira c'ubumana kandi ntiyigeze ava na gato mu bugombe bwa Oata.

## Kubambwa Kwa Kristo

Kristo, Umwana w'lmana w'agaciro, yaratanzwe hanyuma ashirwa mu maboko y'abantu ngo abambwe. Abigishwa hamwe
[75] n'abizera bava mu turere tuhazengurutse baragiye mw'ishengero ngo bakurikire Yesu gushika I Kaluvari. Nyina wa Yesu niho yari ari, ashigikiwe na Yohana, ya ntumwa yakundwa. Umutima wiwe wari wuzuye umubabaro utovugwa, yamara hamwe n'abigishwa biwe, yibaza ko ivyo bintu bibabaje biza guhinduka, hanyuma Yesu agahamagara ubushobozi bwiwe agaheza akaboneka imbere y'abansi biwe nk'Umwana w'lmana. Hanyuma kandi umutima wa nyina wiwe warasoma nturi yibutse amajambo yavuze asa n'uwubereka ivyariko biraba uwo musi.

Yesu atararenga kw'irembo ry'inzu ya Pilato niho umusaraba wari wateguriwe Baraba wasohorwa hanyuma bamushira ku bitugu vyiwe bivirirana kandi vyatonaguwe. lyindi misaraba ishirwa kubitugu vy'abandi bagendana na Baraba, babwirizwa kwicirwa hamwe na Yesu. Umukiza yari amaze gutwara umutwaro wiwe ikirere gitoya aho, kubwo kuvirirana no kuruha bihanitse, aragwa aravye hasi.

Yesu asubiye gutora ubwenge, wa musaraba basubira kuwumuremeka kubitugu, hanyuma baramuhinda ngw'aje imbere. Yarasunaguritse intambwe nkeya, yikoreye uwo mutwaro wiwe uremereye, hanyuma agwa hasi nk'umuntu atakigira ubugingo. Niho batangura kuvuga ubwa mbere ngo yapfuye, mugabo impera n'imperuka aruhira kwongera kugarura ubwenge. Abaherezi hamwe n'abakuru ntibiyumvisemwo ikibabarwe kubwiwe ariko arababazwa, ahubwo babonye ko bidakunda ko ashobora kwikorera igikoresho co ku muhasha kurenga ngaho. Mugihe bariko bariyumvira icokorwa, Simoni, Umunyakurene, yari aje azanana iyo bagiye, ahura nabo. Bitewe n'abaherezi baramufata hanyuma bamutegeka kwikorera

umusaraba wa Kristo. Abahungu ba Simoni bari abigishwa ba Yesu, mugabo wewe ntiyari bwigere ahura nawe.

Ishengero rinini rikurikira Umukiza gushika I Kaluvari. Benshi bariko baramushinyagurira bongera bamubingura, mugabo bamwe [76] bariko bararira bongera basubiramwo ivyo kumushima. Abari barakijijwe ubwoko bwose bw'indwara hamwe n'abari barazuwe mu bapfuye baratura bashimitse ibikorwa vyiwe vy'inkomezi hanyuma bagasaba kumenya ico Yesu yakoze kugira ngo afatwe nk'inkozi y'ikibi. Hasigaye imisi mike imbere y'aho, bari bamuherekeje baririmba hoziyana kandi bazungagiza amashami y'ibigazi igihe yinjirana intsinzi I Yerusalemu. Mugabo benshi mubari bashize amajwi hejuru bamuninahaza kuko babona abandi bose arivyo bariko barakora ubu naho bariko bararwiza urwamo ruvuga ngo "Mubambe! Mubambe!"

Aterwa imisumari ku musaraba-Bashitse aho bari bushire mu ngiro urubanza rwo gupfa, abaciriwe urubanza bari baboheye kubikoresho vyo guhana ruhasha. Mu gihe vya bisuma bibiri vyanigana mu minwe y'ababigororera mu biganza, Yesu ntabwo yigeze agwana. Nyina wa Yesu yaguma araba hejuru ababaye kandi yiteze kuraba igikurikira, yizeye ko ashobora gukora igitangaza ngo yikize. Arabona ko amaboko bayagororeye kumusaraba- yamaboko yakunda yama atanga imigisha kandi kenshi agakora kubantu ngo abakize imibabaro yabo. None rero ubu naho inyundo hamwe n'imisumari vyari bizanywe, mu gihe iyo misumari yaca mu mubiri woroshe hanyuma ukaboherwa ku musaraba, abigishwa basenyutse imitima baciye baterura umubiri wa nyina wa Kristo uriko uraraba bamukura aho iryo rango ririko rirabera.

Yesu ntiyigeze yidoga na buhoro buhoro. Mu maso hiwe hagumye hiraburaniwe kandi hatekanye, mugabo ibitonyanga binini vy'icuya vyakorokana ku ngohe ziwe. Nta kuboko kw'ikigongwe kwariho ngo guhanagure ico kime c'urupfu mu maso hiwe, nta n'amajambo y'ikibabarwe hamwe n'umuntu adahindagurika yemanga guhoza umutima wiwe wa kimuntu. Yariko arahonyora ubwato bwo gukanya inzabibu wenyene; kandi mu bantu nta n'umwe yari kumwe nawe. Mu gihe abasirikare bariko bakora igikorwa cabo [77] giteye ubwoba kandi akaba ariko ahangana n'umubabaro wo ku mpfiro uruta iyindi, Yesu yarasengeye abansi biwe ati: "Data, ubaharire; kuko batazi ico bakora." Luka 23:34. Isengesho rya Kristo

asengera abansi biwe ryafatiye hamwe isi yose, rifata umunyavyaha wese azobaho, gushika kumpera y'ibihe.

Bamaze gutera imisumari Yesu kumusaraba, wakirijwe n'abagabo benshi b'abanyenkomezi kandi bakoresheje igikenye cinshi bawucumita mu kibanza cari cawuteguriwe, ivyo navyo vyateye umubabaro w'akaburarugero k'Umwana w'lmana. Hanyuma ayandi mahano arashika. Abaherezi hamwe n'abakuru, hamwe n'abanyabwenge b'ivyanditswe bibagirwa iteka ibikogwa bajejwe bifise hanyuma bifadikanya n'abandi bantu bato kumushinyagurira no gucemeta Umwana w'lmana, bagira bati, "Ni waba uri Umwami w'Abayuda, niwikize." Luka 23:37. Hanyuma abandi baguma basubiramwo bamucokora hagati yabo bati, "Yakijije abandi; Mugabo ntashobora kwikiza." Mariko 15:31. Abakuru bo mu rusengero, abasirikare bakomantajwe, umwambuzi mubi ari k'umusaraba, hamwe n'abandi bose n'inkozi z'ibibi mu zindi-bose bafatiniriza hamwe gukubagura Kristo.

Abo bambuzi babambanywe na Yesu bababazwa co kimwe na we: mugabo umwe gusa niwe yari yakomantajwe kandi arihebura kandi yatewe kuba umugwanizi kubw'umubabaro. Asuburamwo ugushinyagura kw'abaherezi hanyuma acokora Yesu, agira ati, "Niwaba uri Umwana w'lmana, ni wikize hanyuma udukize natwe." Luka 23:39. Uwundi yaciriwe urubanza rwo gupfa ntiyari umwambuzi akomantajwe. Yumvise ayo majambo abubuta ya mugenzi wiwe bafatanya mu mabi, "ariko uwa kabiri amwishura amuhana, ati, No kwubaha Imana ntuyubaha, kandi uciriwe urubanza rumwe n'urwiwe? Tweho turishuye, kuko tugiriwe ibihwanye n'ivyo twakoze: ariko uyu nta kibi yakoze." Luka 23:40, 41. Hanyuma yugururira umutima wiwe Yesu, ukumurikirwa n'ijuru
[78] gusaba mu bwenge bwiwe. Mu gutonagurwa, gushinyagurirwa, hamwe no mu kwenena kumusaraba vya Yesu, abonamwo Umucunguzi wiwe, ivyizigiro vyiwe bimwe rudende, hanyuma aramusaba mu kwizera guciye bugufi; "Urahava uz'unyibuke Yesu, ah'uzozira mu bwami bwawe. Aramwishura, ati; Ndakubwire Ukuri, Uyu musi, u(zo)rabana nanje muri Paradiso." Luka 23:42,43.

Abamarayika bantangaye barabonye urukundo rudashira rwa Yesu, uwo nawe, mu gihe yariko arababazwa intimba itovugwa y'ubwenge n'umubiri, yiyumvira abandi gusa kandi agatera umwete abanyavyaha batihana ngo bizere. Mu gihe yariko aravamwo imp-

wemu y'ubugingo ngo apfe, yarerekanye urukundo ku bantu bazimiye rusumba urupfu. Benshi bari biboneye ivyabereye i Kaluvari mu nyuma vyarabakomeje mu kwizera Kristo. Abansi ba Yesu bari barindiriye ko apfa bavyizigiye atari bo baza kubona apfuye. Bariyumvira ko urupfu rwiwe ruzoca ruzivya ibihuha vy'ubushobozi bwiwe bw'ubumana hamwe n'utwumiza tw'ibitangaza vyiwe. Bariyumvira ko batazoba bagisubira kujugumizwa n'ubwaku bwiwe. Abasirikare baheze ikinya bari bagororeye umubiri wa Yesu ku musaraba bagabanganye impuzu ziwe, baharira kumwambaro umwe, wari ukozwe utagira umubariro. Baca bafata ingingo yo kwikiranura mu gukora ubufindo bw'akamari. Uguhishurirwa kwari kwabivuze neza na neza nk'uko nyene imyaka amajana imbere y'uko biba: "Kuko imbwa zinkikije, umurwi w'inkozi z'ibibi wantaye hagati; bantoboye ibiganza n'ibirenge ... Bagabagura impuzu zanje, bapfindira umwambarowanje" Zaburi 22:16,18.

**Icigwa mu rukundo c'abavyeyi**-Amaso ya Yesu yarazungurutse mw'ishengero ry'abantu bari bakoraniye kuraba urupfu rwiwe, hanyuma kubirenge vy'umusaraba abona Yohana afashe Mariya, nyina wa Kristo. Yari yagarutse aho ayo mahano yariko arabera, ntiyashoboye kuguma kure y'Umuhungu wiwe umwunya muremure. Icigwa ca nyuma ca Yesu cari ic'urukundo ku muvyeyi w'umuntu. Aritegereza mu maso ha nyina hakubiswe n'intuntu, [79]
hanyuma yitegereza Yohana. Arasubira araba nyina, aravuga ati, "Nyina wanje, nguyo umwana wawe! Maz'abarira wa mwigishwa ati Nguyo nyoko." Yohana 19 :26, 27. Yohana yaratahuye neza amajambo ya Yesu hamwe n'ubwizigirwa yamushizemwo bwera. Ubwo nyene aca ajana nyina wa Kristo amukura ahariko harabera ayo marorerwa y'i Kaluvari. Kuva iyo saha aramwitwararika nk'uko umuhungu azi ic'ajejwe yokora, amujana imuhira iwe. Akarorero katagira amahinyu k'urukundo rwa kivukanyi karacakayangana hagati mu myaka yose. Mu gihe yariko arahashwa bikomeye ntiyibagiwe nyina wiwe, ahubwo yakoze ibibereye kuri kazoza kiwe.

Igikorwa caKristo kw'isi cari hafi kurangira. Ururimi rwiwe rwumaganye, aravuga ati, "Ndanyotewe!" Buzuza igihuzu inkarisha na sipongo barayimuha ngo ayinywe; ayumvirije, arayanka. Aho rero Umukiza w'ubugingo yariko aracikana, ikimazi c'ubwoko muntu. Ni yo yari insobanuro y'icaha, kizana uburake bwa Data kuri we

nk'umusubirizi wacu, niyo yatumye ico gikombe kiba ic'umururazi rwose, maze bisavya umutima w'Umwana w'lmana.

Ibigabitanyo vy'umuntu vyaremetswe Kristo nk'umusubirizi wacu. Yaharuwe nk'uwugabitanya kugira ngo ashobore gucungura abagabitanya abacunguye umuvumo w'ivyagezwe. Icagiriji c'uwakomotse kuri Adamu wese yabayeho mu binjana vyose cariko kiraremera umutima wiwe. Uburake bw'lmana hamwe n'ukwiyerekana kubi kw'ukutanezererwa kwayo kubw'ivyaha vyujuje umutima w'Umwana wayo akumiro. Guhisha mu nyonga ha Data ahakura k'Umukiza mw'isaha y'umubabaro urengeye iyindi watobekeranije umutima wiwe n'umubabaro abana b'abantu badashobora gutahura mu buryo bwuzuye. Intimba yose Umwana w'lmana yihanganiye ku musaraba, ibitonyanga vy'amaraso vyava ku mutwe wiwe, mu biganza no ku maguru, gusambagirika kubw'umubabaro vyatwaye umubiri wiwe, hamwe
[80] n'intuntu itovugwa yuzuye umutima wiwe kubwo kunyegeza mu maso hiwe kwa Data, bivugana natwe, bitubwira biti, N'ukubera urukundo mwakunzwe rwatumye Umwana w'lmana yemeye guhura n'aya mabi yaremetswe. Ku bwanyu yanyaze ahari urupfu hanyuma yugurura imiryango y'i Paradiso hamwe n'ubuzima bwo kudapfa. Wa wundi yacecekesheje imipfunda yashavuye kubw'amajambo yiwe akagenda ku musego watewe n'ifuro, yateye abadayimoni guhinda umushitsi hamwe n'indwara guhunga kubwo gukorako kwiwe, yitanze ku musaraba nk'impongano yanyuma y'abanyavyaha. We nyene, uwikoreye icaha, ahangana n'igihano c'ukugabitanya hanyuma agahinduka icaha ubwaco ku bwacu.

Satani yateje umutima wa Yesu ibigeragezo. Icaha, co kwankwa ku maso, carundanijwe kuri we gushika aho yanishe ari musi y'umurengera w'ibiro. Ntibitangaje rero ko aban tu bahinze umushitsi mur'iyo saha iteye ubwoba. Abamarayika batangaye bumiwe kubw'umubabaro w'umwiheburo w'Umwana w'lmana, wasumba umubabaro wiwe wo mu buryo bw'umubiri uwo nawo akaba yawumvise buhoro mu nyuma. Ingabo zo mw'ijuru zaratwikiriye mu maso hazo ngo ntizirabe ivyo bintu biteye ubwoba.

Ibidukikije bitagira ubuzima vyarerekanye akababaro kubw'Uwabiremye ariko atukwa kandi yicwa. Izuba ryaranse kuraba ayo marorerwa. Imishwarara yaryo yuzuye kandi ikayangana yariko irakira isi isaha zitandatu ku murango, aho bukwi na bukwi yasa

n'iyihanaguwe. Umwijima w'ijana kw'ijana utwikira umusaraba hamwe n'ahawukikuje hose nk'aho ari ibirori vy'ugushingura. Umwijima wamaze amasaha atatu. Kw'isaha y'icenda umwijima mubi uva ku bantu, mugabo wari ugitwikiriye Umukiza nko mu gihuzu. Imituragaro yashavuye yasa n'iyimurundaniyeko amanitswe ku musaraba. Hanyuma "Yesu asemerera n'ijwi rirenga, ati, 'Eloi, Eloi, lama sabachtani?' Bisobanurwa ngo, 'Mana yanje, Mana yanje, N'iki kikumpebesheje?"' Mariko 15:34.

**Birarangiye**-Mu gacerere abantu baritegereje Iherezo ry'ayon marorerwa. Hanyuma izuba rirasubira rirarasa, mugabo umusaraba utwikiriwe n'umwijima. Bukwi na bukwi ukwijirirwa kuva ku musaraba, kandi mu mudiho w'inzaba utomoye wasa n'uwuriko usubiramwo mu vyaremwe, Yesu arasemerera ati, "Birarangiye!"' "Data, 'mu biganza vyawe niho nshize ubugingo bwanje'" Luka 23:46. Umuco uratwikira umusaraba, hanyuma mu maso h'Umukiza harakayangana n'ubwiza nk'izuba. Ajondamika umutwe mu gikiriza ciwe maze arapfa. [81]

Mu gihe Kristo yapfa, hariho abaherezi bariko barakorera mu rusengero imbere y'igihuzu gikingiriye ahera cane. Ubwo nyene bumva isi itigita musi yabo, igihuzu gikingiriye ahera cane, gitantamukamwo kubiri kuva hasi ugashika hejuru gitabuwe na ca kiganza kitagira amaraso canditse amajambo y'umuhamyo ku mpome z'ikirimba ca Belushaza.

Yesu ntiyavuyemwo umwuka kugeza arangije igikorwa yari yaje gukora, hanyuma acikana mu mpwemu ziwe zanyuma aratangaza ati, "Birarangiye!" Abamarayika barahimbawe no kwumva ayo majambo, kuko wa mugambi ukomeye w'agakiza wariko urashika ku ntsinzi. Haba umunezero mw'ijuru kubona ko guhera ubwo, biciye mu buzima bwo kugamburuka, abana ba Adamu bashobora gushirwa hejuru aho Imana iri. Satani aratsindwa. Aca amenya ko ubwami bwiwe butakaye.

**Guhambwa**-Yohana yari mu kangaratete no kwibaza uko aza kugenza ikiziga c'Umwami wiwe yakunda. Mu gukubitiza agatima mpembero ingene aza gutwarwa n'abasirikare batagira ikinya kandi b'inkozi z'ikibi hanyuma bakamuhamba mu kibanza ata gateka. Yar'azi ko adashobora gutoneshwa n'abakuru b'Abayuda, kandi yizigira buhoro ko yogira ico atora kwa Pilato. Mugabo Yosefu na Nikodemu baza kumutabara. Bompi uko ari babiri bari mu

[82] banyekombe kandi bari bazi Pilato. Bose bari abatunzi kandi bamenyekana. Bafata ingingo itisubirako yo ko ikiziga ca Yesu gikwiye guhambanwa iteka.

Yosefu aragenda ata bwoba kwa Pilato hanyuma aramusaba umubiri wa Yesu kugira ngo bawuhambe. Pilato atanga itegeko icese ko ikiziga ca Yesu gihabwa Yosefu. Mu gihe intumwa Yohana yari ihagaritse umutima kandi ibujijwe amahoro n'ibisigarira vy'uwo Mwigisha agororoka, Yosefu w'i Arimataya, agaruka afise uruhusha ruvuye kur'uwo mutware, Nikodemu nawe, yaza yateguye ibiza kuva mu kiganiro hagati ya Yosefu na Pilato, aza afise ikivange c'imibavu na alowe, bipima nka pounds ijana. Umuntu w'umunyacubahiro kurusha abandi muri Yerusalemu ntiyari gushobora guhabwa iteka nk'iryo.

Buhoro buhoro kandi mu cubahiro, n'amaboko yabo bwite bakura ikiziga ca Yesu kuri ca gikoresho co guhana ruhasha, amosozi yabo yuzuye ikibabarwe akoroka uko batera bamwitegereza uko yatonaguwe kandi yashishaguwe, hanyuma baramwoza buke buke maze baramuhanagura amaraso. Yosefu yari afise imva ikiri nsasha, yubatswe mu mabuye, iyo yari yaribikiye. Yari yegereye i Kaluvari, aca rero ategurira urwo ruhafu Yesu. Ikiziga, hamwe n'ibimota neza Nikodemu yari yazanye, bizingirwa hamwe mu mpuzu zera, hanyuma abo bigishwa batatu batwara uwo mutwaro wabo w'agaciro kur'urwo ruhafu rushasha, iyo ata muntu n'umwe yari bwigere aruhambwamwo. Baragorora ibihimba vyiwe vyari vyatanyaguwe hanyuma barazinga vya biganza kugikiriza kitakirimwo impwemu. Abagore bava i Galilaya baregera kugira ngo barabe ibiriko birakorwa vyose kur*uwo mubiri utakigira ubuzima w'umwigisha wabo bakunda. Hanyuma babona ingene ikibuye kiremereye gishizwe kumva yiwe kw'irembo ry'uruhafu, uko niko Umwana w'lmana yashinguwe ngo aruhuke. Abo bagore nibo basigaye ubwa nyuma ku musaraba, kandi nibi babaye abanyuma kumva ya Kristo.

[83] N'aho abategetsi b'Abayuda bari bashize mu ngiro umugambi wabo uvuye kuri satani wo kwica Yesu Umwana w'lmana, ukwumva batorohewe ntivyabahezemwo, mbere n'ishari ryabo ntiryari ryapfuye. Bavanze umunezero wo kwumva bihoye vyagiye mu ngiro, biyumvamwo ubwoba bwamaho ko umubiri wiwe wapfuye, uryamye mumva kwa Yosefu, ushobora kuzuka ugasubirana ubugingo. Rero "Bukeye bwaho, ni wo musi wakwirikira uwo Kwitegura,

abaherezi bakuru n'abafarisayo bakoranira kwa Pilato, baramubwira, bati, Mugenzi, twibutse yuko wa muhumvyi akiriho yagize ngo imisi itatu ishize azozuka. Nuko n'ugere barinde imva cane gushitsa ku musi ugira gatatu, kugira ngo abigishwa biwe ntibaze kumwiba, bakabwira abantu ngo yazutse mu bapfuye ; maz'ubuhumvyi bwa nyuma bworuta ubwa mbere." Matayo 27 :62-64. Pilato na we nyene ntiyashaka ko Yesu azukana ubushobozi co kimwe n'Abayuda kugira ngo ahane amakosa y'abamuranduye, ni kwo rero gushira umugwi w'abasirikare b'Abaromani abitegetswe n'abaherezi.

Abayuda bagira inyungu yo gushira abarinzi ahazengurutse imva ya Yesu. Bashira ikidomesho kuri ca kibuye cari cugaranye imva ya Yesu kugira ngo ntibigorane kuyimenya, gurtyo bari bakoze ibishoboka vyose ngo ntihagire uwitiranya aho ikiziga ca Yesu kiri. Mugabo imigambi yabo yose hamwe n'ukwigengesera yatumye ahubwo intsinzi yo kuzuka iba iyuzuye koko no gutuma ukuri kwakwo kuba ukurushirizaho kwuzura.

[84] # Ikigabane c'icenda: Urugamba

## Umuzuko

Abigishwa bararuhutse kw'lsabato, bagandaye kubw'urupfu rw'Umwami wabo, mu gihe Yesu, Umwami w'lcubahiro, yari aryamye mu mva. Mu gihe ijoro ryegereza, abasirikare, barashizweho ngo barinde intatemwa y'Umukiza, iyo abamarayika n'aho bataboneka baguma batambatamba hejuru. Ijoro rirahera buhoro buhoro, hanyuma mu gihe bwari butaraca neza abamarayika bari barinze iyo mva bari bazi ko igihe gisa n'icageze co kurekura Umwana w'lmana, Umugabisha w'ingabo zabo bakunda. Mu gihe bari bakirindiriye bafise ikigumbagumba cane bagabirije ngo barabe iyo csaha y'intsinzi yiwe, umumarayika w'inkomezi yaraje aguruka vuba na vuba avuye mw'ijuru. Mu maso hiwe hasa n'umuravyo, impuzu ziwe zarera nka sheregi. Umuco wiwe warirukanye umwijima aho yaca hose hanyuma atuma abamarayika babi bahunga bafise ubwoba kubw'ugukayangana kwiwe n'ubwiza bwiwe, abo nabo bakaba bari basavye umubiri wa Yesu nk'abawutsindiye. Umwe mu bamarayika bari babonye ivyabaye ingene Yesu bamukengereye akaba kandi yari arinze intatemwa yiwe yifatanya na marayika avuye mw'ijuru, bari kumwe bompi barururuka baja kuruhafu. Isi iratigita kandi iranyiganyiga mu gihe begereza, haba nyamugigima ikomeye.

Ubwoba bufata abasirikare b'Abaromani. None ubushobozi bwabo bwo gufata umubiri wa Yesu bwari buri hehe? Ntibiyumviriye ivy'igikorwa cabo canke ko abigishwa boza bakamwiba. Igihe umuco wababamarayika wakayanganira hirya no hino yabo, usumba izuba, babasirikare b'Abaromani baguye bubamye nk'abapfuye. Umwe mu bamarayika afata ca kibuye, aragitembagaza agikura kw'irembo ry'urugafu. Uwundi arinjira mu mva akura impuzau zari zizingiriwe ku kiziga ca Yesu.

[85] **'Papa wawe araguhamagaye'**_Hanyuma, n'ijwi ryateje isi gutigita, wa mumarayika avuye mw'ijuru arasemerera ati, "Mwana w'lmana we, Papa wawe araguhamagaye! Sohoka!" Urupfu ntirwari

rukigumana ubutware kuri we. Yesu arazuka avuye mu bapfuye, nk'umuneshi yatsinze urugamba. Abamarayika bose batangaye baritegereje ibiriko biraba. Hanyuma uko Yesu yasohoka ava mu mva, abo bamarayika bakayangana baramwunamiye bashika hasi bamusenga hanyuma baramuramutsa baririmba indirimbo z'intsinzi hamwe n'inganji.

**Raporo y'abasirikare b'Abaromani** _Igihe ingabo z'abamarayika bo mw'ijuru bava kumva hanyuma umuco hamwe n'ubwiza bukagenda, abasirikare b'Abaromani bagerageje kuvyura imitwe yabo hanyuma babarabe. Baratangaye igihe babona ko ca kibuye catembagajwe kikavanwa ku muryango w'uruhafu kandi ko umubiri wa Yesu wari wagiye. Baranyarutse baja mu gisagara ngo bamenyeshe abaherezi hamwe n'abakuru ivyo bari babonye. Mu gihe abo bicanyi bumviriza inkuru zabo zitangaje, baciye biraburanigwa mu maso. Ubwoba burabatakera biyumviriye ivyo bari bakoze. Kandi ko nimba izo nkuru ari zo, ko bazimiye. Mu kanya gato barabanje kunuma, barabana mu maso, bayoberwa ico bokora canke bovuga. Kwemera izo nkuru kwari ukwicira urubanza. Baragenda barakebukana ngo barabe ico bokora. Baca babonera hamwe ko nka hamwe izo nkuru zokwiragira mu bantu, abishe Yesu bari kwicwa nk'abicanyi.

Baca bafata ingingo ko bahera abo basirikare ngo bagumye ibanga. Abaherezi n'abakuru babaha amahera menshi, bababwira bati: "Muze muvuge ko abigishwa biwe baje mw'ijoro baramwiba turyamye." Matayo 28:13. Hanyuma abo basirikare babajije uko bazogenzwa nibavuga ko bari basinziriye bari kw'izamu, abakuru b'Abayuda babasezeranira kwuvyumvisha Pilato hanyuma bakabaziguriza. Kubw'amafaranga, abasirikare b'Abaromani bagurisha icubahiro cabo hanyuma bemera gukurikiza inama y'abaherezi n'abakuru. [86]

**Umushuzo w'umuzuko**_Yesu, ari ku musaraba, yarasemereye ati, 'birarangiye,' ibitandara birasadagurika, isi iratigita, kandi zimwe mu mva ziruguruka. Azutse nk'umuneshi atsinze urupfu hamwe na kuzimu, mu gihe isi yariko irasama kandi ubwiza bw'ijuru bukayangana ahaherereye ico kibanza, benshi mu bagororosi bari barapfuye, bumvira ijwi ryiwe, barazuka bava mu mva zabo nk'uko vyabonetse azutse. Abo batewe iteka, abagororotsi bazutse basohotse muri zo bambaye umubiri udashobora gucumura no gupfa

ukundi. Bari batoranijwe kandi abera bo mu bihe vyose, uhereye kukuremwa gushika mu gihe ca Kristo. Maze mu gihe abakuru bo mu Bayuda bariko baragerageza gupfubiranya Ukuri kw'ukuzuka kwa Yesu, Imana yahisemwo kuduza umurwi w'abantu bavuye mu mva zabo ngo bashinge intahe ko Yesu yazutse, hamwe no kwamamaza icubahiro ciwe.

Abantu bazutse inyuma yo kuzuka kwa Yesu babonekeye benshi, bababwira ko ikimazi c'umwana w'umuntu carangiye gutangwa, ko Yesu, uwo Abayuda babamvye, yazutse avuye mu bapfuye. Ikimenyamenya c'amajambo yabo cari ngo: "twazuranywe nawe." Bashinga intahe ko ari kubw'ubushobozi bwiwe bavuye mu mva. N'aho hari amakuru y'ibinyoma yariko arakwiragizwa, umuzuko wa Kristo ntiwashobora kuzimagizwa na Satani, abamarayika biwe, canke abakuru mu baherezi, kuko uwu murwi wera, wakuwe mu mva, wakwirahije iyi nkuru, y'igitangaza, ihimbaye. Yesu nawe nyene yariyeretse abigishwa biwe bari bababaye, bacitse ivutu, ivyo navyo vyaciye bikuraho umubabaro wabo maze bibatera umunezero n'uguhimbarwa.

**Abagore bari kumva**_Kare mu gitondo c'umusi wa mbere w'imisi indwi, imbere y'uko umuco utamamanzura, abagore
[87] b'intamuheba, batwaye ibimota neza vyo gusiga ikiziga ca Yesu. Basanga ca kibuye kiremereye catembagajwe kivuye ku muryango w'imva, hanyuma umubiri wa Yesu siho wari. Imitima ibashongeramwo, kuko batinya ko abansi boba bajanye ico kiziga. Ubwo nyene baza babona abamarayika babiri bambaye impuzu zera, mumaso habo hasayangana. Ivyo biremwa vyo mw'ijuru bitahura ico abo bagore baje gukora, ubwo nyene baca bababwira ko Yesu Atari ngaho. Ko yazutse, mugabo barashobora kubona aho bari bamushize. Barababwira ngo bagende babibwire abigishwa kandi ko bazohurira I Galilaya. Bafise ubwoba hamwe n'umunezero uhambaye, abo bagore baranyaragasa basubira aho ba bigishwa bari bababaye hanyuma bababwira ivyo babonye n'ivyo bumvise.

Abigishwa ntibavyumva ko Kristo yazutse, mugabo barirukanga kumva, bari kumwe na ba bagore bazanye inkuru. Basanga Yesu siyo ari. Babona ya mpuzu bari bamuhamvyemwo mugabo biranka ko bemera ko yazutse ava mu bapfuye. Baragaruka aho bacumbitse, batangajwe n'ivyo babonye, hamwe n'inkuru zaba bagore bazanye.

Mugabo Mariya ahitamwo kwigumira hampande y'imva, yiyumvira kuvyo yari yabonye n'ingene yumva acitse intege kubona yoba yari yarahenzwe. Yariyumvira ibindi bigeragezo bimurindiriye, araturika ararira yuzuye umururazi. Arongera arunama ngo arabe mu ruhafu, hanyuma abona abamarayika babiri bambaye impuzu zera. Umwe yicaye ahari hahererey umutwe wa Yesu, uwundi ahari hahereye amaguru. Bavugana nawe buhoro buhoro bamubaza impamvu arira. Arishura ati: "Kuko bajanye ikiziga c'Umwami wanje, kandi sinzi aho bamushize."Yohana 20:13.

**'Ntunyifatikize'**_Ahindukiye akuye amaso kuruhafu abona Yesu ahagaze hafi yaho, mugabo ntiyamumenya. Avugana nawe buhoro buhoro, amubaza impamvu ababaye n'uwo ariko araron- [88]
dera. Yiyumvira ngo n'umurimyi, aramubaza, nimba ariwe yajanye Umwami wiwe, ngo amubwire aho aho yamushize, kugira ngo amujane. Yesu avugana nawe n'ijwi ryiwe, agira ati, "Mariya!" Amenya imero y'iryo jwi yakunda hanyuma aca aramwishura ningoga ati, "Mwigisha!" Mu munezero yagira amugumbire, mugabo Yesu aravuga, "Ntukoreko, kuko ntaraduga kwa Data; ariko genda kwa bene Data, ubabwire, ut'Agira aduge kwa Se ari we So, uti ku Mana yiwe ari yo Mana yanyu" Yohana 20:17. Yuzuye umunezero aragenda ningoga ashira iyo nkuru nziza abigishwa. Yesu aca araduga ningoga kwa Se kugira ngo yiyumvire biciye mu kanwa iwe ko yemeye ikimazi no kugira yakire ububasha bwose kw'isi no mw'ijuru.

Mu gihe Yesu yari hafi y'lmana kandi azungurutswe n'ubwiza bwiwe, ntiyibagiwe abigishwa biwe kw'isi. Yakiriye ububasha abukuye kwa Se kugira ngo agaruke abubahe. Uwo musi nyene yaciye agaruka hanyuma yiyereka abigishwa. Arabemerera baramukorako, kuko yari yaduze kwa Se hanyuma agahabwa ububasha.

**Toma akekeranya**_gihe Toma ntiyari ahari. Ntiyakiriye aciye bugufi inkuru zivuye ku bigishwa biwe, ahubwo aremanga ashimitse kandi atakwisubirako ko adashobora kuvyizera kiretse ashize intoke ziwe mu nkovu z'imisumari hamwe no mu rubavu aho bamucumise rya cumu yatewe n'inkozi y'ikibi adashobora kuvyemera. Gurtyo yerekana ko ata cizere afitiye abavukanyi biwe. Nka hamwe umuntu wese yosaba ikimenyamenya nk'ico, uyu musi nta n'umwe yokwakira Yesu hanyuma ngo yizere umuzuko wiwe. Mugabo bwari ubugombe bw'lmana ko abo bose batiboneye canke ngo biyumvire Umukiza yazutse bashobore kwakira inkuru z'abigishwa.

Imana ntiyanezerejwe n'ukutizera kwa Toma. Yesu arasubira abonana n'abigishwa biwe kandi, Toma yari kumwe nabo, hanyuma
[89] abonye Yesu, arizera. Mugabo yari yavuze icese ko ataza kunyurwa ata bimenyamenya vyo gukorako hamwe no kubona, hanyuma Yesu amuha ikimenyamenya yari yashatse. Toma arakoma induru ati, "Mwami wanje kandi Mana yanje!" Mugabo Yesu amugaya ukutizera kwiwe, agira ati, "Toma, kubera ko umbonye, urizeye. Hahiriwe abatabonye ariko bakizera." Yohana 20:28,29.

**Ugusenyuka kw'abarwanya Yesu**_Uko inkuru zakwira igisagara hanyuma zikava mu gisagara zija mu kindi, abarongozi b'Abayuda baratinya kuhasiga agatwe hanyuma baca bavyura urwanko kubigishwa. Icizere cabo kimwe cari gihagaze mu gukwiragiza inkuru yabo y'ikinyoma. Maze abipfuza ko iyi nkuru y'ikinyoma iba Ukuri barayemeye. Pilato yarhinda umushitsi yumvise ko Yesu yazutse. Ntiyashobora gukeka intahe yari yatanzwe, kandi kuva ico gihe amahoro yaciye amuvako ibihe vyose. Kubera icubahiro co kw'isi, gutinya gutakaza ububasha hamwe n'ubuzima bwiwe, yaciriyeko iteka Yesu ngo yicwe. Ubu rero yari azi ata gukeka ko yakoze amakosa Atari gusa ku maraso y'uwutagira icaha, ahubwo Umwana w'lmana. Ubuzima bwa Pilato ku musozo wabwo bwari buteye ikigongwe. Umwiheburo hamwe n'akabonge vyarasabije ikigumbagumba cose c'ivyizigiro n'umunezero. Yaranse kwirurwa, hanyuma apfa urupfu rubi rusumba izindi.

**Imisi mirongwine n'abigishwa biwe**_Yesu yagumanye n'abigishwa biwe imisi mirongo ine, ivyo navyo vyabateye umunezero hamwe n'uguhimbarwa uko yarushiriza kubagurira Ukuri kundi kw'ubwami bw'lmana. Abatuma gushinga intahe y'ivyo babonye n'ivyo bumvise bijanye n'ukubabazwa kwiwe, urupfu, hamwe n'ukuzuka. Babwirizwa kubwira abantu ko vyari ngombwa ko atanga impongano y'icaha, kandi ko abashaka bose bashobora kuza kuri we bakaronka ubugingo. Hamwe n'ubugwaneza bwuzuye ubwizigirwa ababwira ko bazohamwa kandi bakababazwa, mugabo ko bazoremeshwa no kwibuka ivyabashikiye mbere no kwibuka amajambo yababwiye.

[90] Ababwira ko yanesheje ibigeragezo vya Satani kandi ko yatsinze biciye mu bigeragezo no kubabazwa. Satani ntabushobozi azosubira kugira kuri we, ahubwo ko agiye kwerekeza ibigeragezo vyiwe kuri bo n'abo bose bazizera izina ryiwe. Mugabo ko nabo

bashobora kunesha nk'uko nawe yanesheje. Yesu ahereza abigishwa biwe ubushobozi bwo gukora ibitangaza, hanyuma ababwira ko bazohamwa n'inkozi z'ibibi, ko igihe inyuma y'ikindi azokwama yarungitse abamarayika biwe ngo babatabare; ubuzima bwabo budashobora gutarwa igikorwa cabo kidaheze. Gurtyo rero ko bazoba bashobora gushira ikidodo ku ntahe yabo bakoresheje amaraso yabo.

Abamukurikiye babishizeko umutima barumviriza inyigisho ziwe, bagahimbarwa cane n'ijambo ryose ryava mu kanwa kiwe. Ubwo rero bari bazi badakeka ko ari we Mukiza w'isi. Amajambo yiwe yanyengetera mu mitima yabo, maze bakababazwa no kubona bagiye gutandukana bidatevye n'Umwigisha wabo yavuye mw'ijuru gurtyo ntibabe bacumva amajambo yiwe y'indemesho n'ubuntu. Mugabo kandi imitima yabo yarashushwa n'urukundo hamwe n'umunezero uhambaye, mu gihe Yesu yababwira ko agiye kugenda akabategurira aho nabo bazoba agaheza akagaruka kubajana, kugira ngo aho ari nabo ariho baba. Yarasezeranye kandi ko azorungika Umwitsa, Mpwemu Yera, ngo abarongore mu kuri kwose. "aterura amaboko, arabahezagira." Luka 24:50.

## Iduzwa Rya Kristo

Ijuru ryose ryari rirorereye isaha y'intsinzi aho Yesu azodugira kwa Se. abamarayika baraje kwakira Umwami w'icubahiro no kumuherekeza nk'umuneshi gushika mw'ijuru. Yesu ahejeje guhezagira abigishwa biwe, arabasiga araduzwa. Maze mu gihe yariko araduzwa, amasinzi y'iminyago yari yazuwe mu gihe yazuka baramukurikiye. Ikoraniro rinini ry'abamarayika bo mw'ijuru barabaherekeje, mu gihe ibihumbi n'ibihumbi vy'abamarayika bito- [91]
harurika bari barindiriye umuzo wiwe.Hanyuma ingabo zose zo mw'ijuru zirakikuza Umugabisha wazo w'icubahiro maze baramwunamira buzuye ubwubashi hamwe no gusenga, bagaterera hasi ibitsibo vyabo bikayangana ku birenge vyiwe. Hanyuma bagasubira bagakora ku nanga zabo z'inzahabu, buzuza urufwaya rw'indirimbo n'umudiho bihimbaye baririmbira Umwagazi w'intama yishwe, yamara akaba ariho mu cubahiro n'iteka.

**Isezerano ry'ukugaruka**_Mu gihe Abigishwa biwe bamwitegereza babababaye bahanze amaso mw'ijuru ngo barabe ubwa nyuma Umwami wabo aduzwa, abamarayika babiri babaye impuzu zera

bahagarara iruhande yabo maze barababwira bati, "Bagabo b'l Galilaya, n'iki gitumye muhagaze muraba mw'ijuru? Uyo Yesu, abakuwemwo, akaduzwa mw'ijuru, azoza artyo, nk'uko mumubonye aja mw'ijuru." Ivyakozwe n'lntumwa 1:11. Abigishwa barabandanije gusubiramwo ivy'ibikorwa vyiwe hamwe n'ibihe bidasanzwe mbere bitangaje vyabaye mu mwanya muto.

**Ishavu rya Satani**_Satani yarasubiye agirana inama n'abamarayika biwe, afise urwanko rw'umururazi kuri reta y'lmana ababwira ko naho yabujije ubushobozi hamwe n'ububasha vyiwe kw'isi, ko utwigoro twabo tubwirizwa kuba incuro cumi kubakurikiye Yesu. Ko nta rugamba na rumwe bagavye ibitero kuri Kristo ngo batsinde mugabo ko bakwiye gutemvya abamukurikiye, bibaye vyoshoboka. Mu runganwe rwose babwirizwa kurondera guta mu mutego abizera Yesu. Ubwo rero abamarayika ba Satani baca barasohoka nk'intambwe zivuga, barondera ko borimbura abakurikiye Yesu. Ikigabane c'icumi: Ubushobozi

Yesu yugururiye ugutahura abigishwa biwe ibijanye n'ubusobanuro bw'ubuhanuzi bumwerekeye, yabakuriye inkoni ku gishitsi ko
[92] ubushobozi bwose yabuhawe mw'ijuru no mw'isi, hanyuma ababwira ko bogenda bakabwiriza ubutumwa bwiza babubwira abaremwe bose. Hamwe n'ikangura ridasanzwe ry'ivyizigiro vyabo vya kera ko Yesu yar'agiye gufata ikibanza ciwe ku ngoma ya Dawidi I Yerusalemu, abigishwa ba Yesu baramubajije bati, "Mwami, ubu nico gihe ugira ugarukane ingoma ya Isirayeli?" Ivyakozwe n'lntumwa 1:6. Umukiza yabasize mu kirere kubijanye n'ivyo mu kubishura ko Atari ivyabo "S'ivyanyu imisi n'ibihe Data yashinze n'ububasha bwa Data wenyene." Ivyakozwe n'lntumwa 1:7.

Abigishwa batangura kwizigira ko imanuka rya Mpwemu Yera rizotera Abayuda kwemera Yesu. Umukiza yaranse gutanga ibirenze ivyo, kuko yari azi ko Mpwemu Yera niyaza kuri bo ku rugero rwuzuye, ubwenge bwabo buzomurikirwa. Ko bazotahura vyuzuye igikorwa kiri imbere yabo hanyuma bakagihera aho yagishikanye.

Abigishwa bakoranira mu cumba co hejuru, basengera hamwe bari kumwe n'abagore bizera, hamwe na Mariya nyina wa Yesu, hamwe na bene wabo. Abo bene wabo, bari abatizeras, ubu rero bari bashinze imizi mu kwizera kubwo ivyo babonye igihe yabambwa hamwe no kuzuka no kujanwa mw'ijuru kw'Umwami. Igitigiri c'abari bahakoraniye cari nk'ijana na mirongo ibiri.

**Kumanuka kwa Mpwemu Yera_**'Umusi wa Pentekoti ushitse, bose bari bakoraniye ahantu hamwe; haza igihinda kivuye mw'ijuru giturumbuka, nk'uguhuhuta kw'umuyaga w'inkomezi, gikwira hose mu nzu bicayemwo. Hababonekera ibirimi vyigabanije, nk'ivy'umuriro; bibajako umwe umwe. Bose buzuzwa Mpwemu Yera, batangura kuvuga izindi ndimi, uko Mpwemu abahaye kuzivuga." Mpwemu Yera yafashe ishusho y'ibirimi vy'umuriro vyigabanije hanyuma bikabajako abo bose bakoraniye hamwe, cari ikimenyetso c'ingabire bahawe yo kuvuga neza indimi zitandukanye batari basanzwe bazi. Hanyuma kuboneka kw'umuriro vyasobanura [93]
ishaka ridacika iryo bazokorana hamwe n'ubushobozi buzoherekeza majambo yabo.

Bivuye ku kumurikirwa n'ijuru, ivyanditswe Yesu yari yarabasobanuriye vyaguma mu bwenge bwabo hamwe n'ubushake bwamaho n'ugukunda Ukuri gutomoye kandi kw'inkomezi. Igihuzu cari carababujije kubona ivyo Kristo yakuyeho ubu rero cari kivuyeho, hanyuma baca batahura intumbero y'igikorwa ca Kristo hamwe n'imero y'ubwami bwiwe buzuye ugutomokerwa kutagira agahonzi.

**Mubushobozi bwa Pentekoti_**Abayuda bari basabagiye hafi mu mahanga yose, hanyuma bakavuga indimi zitandukanye. Bari baje bazananye kure baza I Yerusalemu bagaheza bakahaguma umwanya imisi mikuru y'idini yamara kugira ngo bashitse ivyo basabwa n'ivyagezwe. Abaje gusenga bakoranira ngaho bavuga indimi z'ubwoko bwose. Ubudasa bw'indimi bwari inzitizi nini kugikorwa c'abasuku b'lmana mu gukwiragiza inyigisho ya Kristo mu bice vya kure vyo kw'isi. Mugabo Imana yuzuza intumwa ubwo bushake mu buryo butangaje, kandi kubantu benshi iki cabaye intahe yemeje mu buryo butagira agahonzi yashimangiye igishingantahe z'ivyabona vya Kristo. Mpwemu Yera yari yabakozeko ikintu batari gushobora kwikorera mu buzima bwabo bwose. Ubu rero barashobora gukwiragiza Ukuri kw'ubutumwa bwiza hafi na kure, bavuga ataguhushagurika ururimi rw'abo bariko barakorera. lyo ngabire y'igitangaza cari ikimenyamenya co ku rwego rwo hejuru bashobora kwereka isi ko igikorwa cabo gifise icemezo c'ijuru.

"I Yerusalemu hari Abayuda bamyeho, abagabo bubaha Imana, bari baravuye mu mahanga yose yo musi y'ijuru. Ico gihinda cumvikanye, hakorana abantu benshi, barajorerwa, kuk'umuntu

wese yumvise ururimi rw'l wabo baruvuga. Barumirwa bose,
[94] baratangara, bati Mbega aba bose, bavuga s'Abanyagalilaya? Kandi n'iki gitumye twese tubumva bavuga indimi z'i wacu izo twavukanye?" Abaherezi n'abakuru barabambarwa cane ku kuntu ibintu biteye bigenda, kandi ivyo navyo bikaba vyaravugangwa i Yerusalemu yose n'ahahakikuje. Yamara ntibubahutse kugira ico bakoze ngo bashire mu ngiro imigabo yabo mibi kuko batinya kwishira ahagaragara ngo abantu babanke. Bari bishe Umwigisha, mugabo none raba-abamukurikiye, abagabo batize bava I Galilaya, bariko bashira kurutonde isohozwa ry'ubuhanuzi hamwe n'inyigisho za Yesu mu ndimi zose zivugwa.

Bavugana ububasha ibikorwa vy'Umukiza hanyuma bugururira ababumviriza umugambi w'agakiza hamwe n'ikimazi c'Umwana w'lmana. Amajambo yabo yaranyuze kandi ahindura ibihumbi vy'abantu bumvirije. Imigenzo n'imigigwa y'ibintazi abaherezi bigisha irahanagurwa mu bwenge bwabo, kandi baremera inyigisho zitavanze z'ljambo ry'lmana.

**Ikibwirizwa ca Petero**_Petero yaberetse ko ivyo bariko barabona ari isohozwa ikibiriraho ry'ubuhanuzi bwa Yoweli, ubwo yari yaravuzemwo ivy'ubushobozi nk'ubwo buzoza ku bantu b'lmana kugira bubashoboze igikorwa c'imbonekarimwe.

Petero yasubiye muri kahise avuga ibisekuruza vya Kristo agiye kimwe na kimwe aho bahurira n'inzu y'umwubahwa Dawidi. Ntiyakoresheje inyigisho n'imwe ya Yesu kugira ngo yerekane ko aho ahagaze ari ho, kuko yari azi ko basanzwe bafise ibindi mu mitwe ku rugero ruhanitse ku buryo ataco vyari gushikako. Mugabo yabarungitse kuri Dawidi, uwo Abayuda babona nk'umukurambere yubashwe cane w'ihanga ryabo. Petero ati:

"Kuko dawidi yavuze ivy'uwo ati Nabonye Uhoraho imbere yanje imisi yose, Kuko ari i buryo bwanje, ngo sinyiganyige. Ni co
[95] gituma umutima wanje uhimbarwa, ururimi rwanje rukanezererwa, kandi n'umubiri wanje uzoba nko mu gikari, wizigiye ibizoba. Kuko atazoreka ubugingo bwanje ngo buje i kuzimu, kandi ntuzotanga Uwera wawe ngo aze abore."

Hano Petero yerekana ko Dawidi Atari kuvuga ivyiwe ubwiwe, mugabo nkana ivya Yesu Kristo. Dawidi yapfuye urupfu rusanzwe nk'abandi bantu. Imva yiwe, hamwe n'umunyota wubashwe warimwo, yari yazigamwe n'ukwigengesera kwinshi cane kugeza

ico gihe. Nk'umwami wa Isirayeli kandi nk'umuhanuzi, Dawidi yari yaratewe iteka rinini n'lmana. Mw'iyerekwa rya gihanuzi Imana yamweretse ubuzima bwa kazoza n'igikorwa vya Kristo. Yarabonye ingene yahurwa n'abantu, uko yashizwe mu rukinja ngo aburane, guhambwa, kuzuka hamwe n'ukuduzwa.

Dawidi yarashinze intahe ko umushaha wa Kristo utari kuguma muri Hades (imva), kandi ko umubiri wiwe utazobora. Petero yerekanye ko Yesu w'l Nazareti yasohoje ubwo buhanuzi. Imana yaramuzuye mu mva imbere y'uko umubiri wiwe ubora. Yari rero ashizwe hejuru aharengeye amajuru.

Kuri uwo musi w'intibagirana, ibitigiri vy'amasinzi y'abantubahora bashinyagurira iciyumviro c'umuntu asanzwe nciyaha nka Yesu ari Umwana w'lmana bahavuye bemera ijana kw'ijana ukwo kuri hanyuma baramwemera nk'Umukiza wabo. Abantu ibihumbi bitatu bariyongereye kw'ishengero. Intumwa zavuganye ubushobozi bwa Yera, ku buryo ata muntu yashobora guharira amajambo yabo. Ubutumwa bwabo bwemejwe n'ibitangaza bikomeye, ivyo bakoze baciye mw'isukwa rya Mpwemu Yera w'lmana. Intumwa ubwazo zarumiwe zibonye ibivuye mu vyakoretse uwo musi w'ukwiyerekana kw'ubushobozi bw'lmana hamwe n'umwimbu wihuta kandi munini w'abizera. Abantu bose bari buzuye ugutangara. Abatahevye ivyumviro vyabo bigoramye hamwe n'uguhiga izindi nyungu bari barengewe ku buryo batubahutse kugerageza guha- [96]
garika igikorwa cabo gihambaye, haba mw'ijwi canke igikenye, ukubagwanya kwabo kwarahagaze uwo mwanya. Ivyiyumviro vy'intumwa vyonyene, bitomoye, binyura ubwenge, nk'uko vyari, ntivyari gukuraho ivyiyumviro bihengamye vy'Abayuda vyari vyanse kwemera ibimenyamenya vyinshi. Mugabo Mpwemu Yera yararungitse ivyo vyiyumviro I bwina mu mitima yabo biherekejwe n'ubushobozi mvajuru. Vyari bikarishe nk'imyampi ya Nyene inkomezi zose, bibemeza icagiriji c'amakosa yabo mabi mu kwanka no kubamba Umwami w'icubahiro. "Bumvise ivyo bibacumita mu mitima, babaza Petero n'izindi ntumwa bati bagabo bene Data, mbega tugire dute? Petero arabishura, ati Ni mwihane, umntu wese muri mwebwe abatizwe mw'izina rya Yesu Kristo, mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabwa ingabire, ari yo Mpwemu Yera."

Petero yinginga abantu ku bijanye n'uko bari baranse Kristo kuko bari bahenzwe n'abaherezi hamwe n'abakuru. Kandi ko nibabandanya kubarondera ngo babe aribo babahanura hanyuma ngo barindire ko abo barongozi bemera Kristo imbere y'uko bubahuka kubikora, ko batazigera bamwemera. N'aho abantu b'abanyenkomezi bari batuye ivyo kwera, bari bararikiye ibintu kandi bafise ishaka ry'ubutunzi hamwe n'icubahiro co kw'isi. Ko batazigera baza kuri Kristo ngo bakire umuco. Yesu yari yarabihanuye igihano gihambaye kizoza kuri ubwo bwoko kubwo ukutizera kwabo kutanyinyuka, mu gishingo c'ibimenyamenya bihambaye bahawe ko Yesu ari Umwana w'lmana.

Kuva ico gihe, ururimi rw'intumwa rwari ururimi rutagoramye, rworoshe, kandi rugirako kw'ijambo no mu mvugo, baba bavuga ururimi rw'iwabo canke ururimi rw'ikinyamahan ga. Abo bagabo baciye bugufi, batari baragiye kwiga mumashure y'abahanuzi, bashikiriza Ukuri kwo ku rwego rwo hejuru kandi kutavanze ku
[97] buryo bwatangaza ababwumvise. Ntibashobora kugenda ku giti cabo ubwabo gushika ku mpera z'isi, mugabo hariho abantu mur'iyo misi bari bavuye mu mpande zose z'isi, hanyuma bajana ukwo kuri bakiriye iyo baje bazananye hamwe no mu bwoko bw'iwabo, bazanira Kristo abihanye.

**Icigwa kur'uyu musi**_Turafise iyi ntahe ijanye n'ishingwa ry'ishengero ry'Abakristo atari gusa nka kamwe mu bihimba vy'amateka ariko kandi nk'icigwa. Abavuga izina rya Kristo bakwiye kurindira, bari maso, kandi basenga bafise umutima umwe. Dukwiye gushira kuruhande ibidutandukanya hanyuma tureke ubumwe hamwe n'urukundo dufitaniye bisumbe ibindi. Maze amasengesho yacu akaduga akaja kuri Data, afise ukwizera gukomeye gushimitse. Maze turashobora kurindira isohozwa ry'isezerano dufise ukwihangana hamwe n'ivyizigiro.

Inyishu irashobora kuza inyaruka bukwi na bukwi hamwe n'ubushobozi burengeye, canke igateba imisi canke amayinga, hanyuma ukwizera kwacu kugashirwa kumunzane. Mugabo Imana irazi ukuntu hamwe n'igihe yishurira ugusenga kwacu. Ni kimwe mu bigize igikorwa cacu kufatanywa n'umuhora w'ijuru. Imana niyo yegwa n'uruhande rw'igikorwa rwayo. Yarasezeranye kuba umwizigirwa. Ikibazo gikomeye kandi gihambaye kuri twebwe n'ukuba abahuje umutima n'inama, tugashira kuruhande ishari n'ubukozi

bw'ikibi bwose, nk'abantu baciye bugufi basenga, mu kuba maso no kurindira. Yesu, Umuserukizi n'Umutwe wacu, ariteguye kudukorera ivyo yakoreye abantu basenga kandi bari maso kumusi wa Pentekoti.

[98] ## Ikigabane c'icumi na rimwe: Ubuhakanyi

Yesu yahishuriye abigishwa biwe ayo Yerusalemu yari agiye kubona hamwe n'ibizoranga ukuza kwiwe, arongera kandi avuga bitaraba ibizoba kubantu biwe kuva igihe azoba yabavanywemwo kugeza agarutse mu bubasha n'ubwiza aje kubakiza. Ari ku musozi wa Elayono, Umukiza yabonye imipfunda iri mu kurwa kw'ishengero intumwa zari zigiye gushinga, hanyuma, aravye muri kazoza, amaso yiwe abona ingunza zasaze, kandi isambura yabwirizwa gusenyeranira kubamukurikira mu myaka yari imbere y'umwijima hamwe n'agahamo. Mu majambo make kandi aciriye hagufi, afise insiguro iteye ubwoba, avuga ingorane abakuru b'isi bazoteza ishengero ry'lmana. Abakurikiye Kristo babwirizwa kugenda baca muri ya nzira nyene yo guca bugufi, gucirwako iteka, hamwe no kubabazwa Umwigisha wabo yaciyemwo. Urwanko ruraduka rwo kurwanya Umucunguzi rwabwirizwa kuboneka kur'abo bose bizera izina ryiwe.

Amateka y'ishengero rya mbere yashinze intahe ko amajambo y'Umukiza yari ay'ukuri kudakuka. Ubushobozi bw'isi na kuzimu bwarahagurukiye Kristo ubwiwe hamwe n'abamukurikiye. Ubupagani bwari bwabibonye kare ko nka hamwe ubutumwa bwiza buzotsinda, ingoro zabwo hamwe n'ibicaniro vyabwo bizokurwaho nk'ibikubuwe. Hanyuma bushira inkomezi zabwo zose ngo busambure Ubukristo. Imiriro y'agahamo iradomekwa. Abakristo baratswe ivyo bari batunze kandi bakurwa mu mazu yabo. "Bihanganira ibisinzikaza vy'indwano nyinshi" "bageragereshwa gushinyagurirwa no gukubitwa ibimoko, mbere bashirwa mu ngoyi no mu mabohero." Abaheburayo 10:32, 11:36. Amasinzi menshi yashize ikodomesho kuntahe zabo bakoresheje amaraso. Abantu b'abanyacubahiro hamwe n'abagurano, abatunzi n'aboro, abize n'abo ata na kimwe bazi, nabo nyene barishwe co kimwe ata mbabazi.

[99] Utwigoro twa Satani two gusenyura ishengero rya Kristo biciye mu gikenye ntaco twashitseko. Intambara ihambaye iyo

abigishwa ba Yesu bahevyemwo ubugingo bwabo ntiyaheze aho abantu b'abizigirwa b'intamuheba baguye kurugamba. Batsinze mukuneshwa. Abakozi b'lmana barishwe, mugabo igikorwa cayo carabandanije kija imbere. Ubutumwa bwarabandanije kwamamara, kandi igitigiri c'ababuhurumbiye kuragwira. Bwaranyengetereye mu burere butari bworoshe kwinjiramwo, mbere no gushika ku ngabo z'l Roma. Umukristo umwe agira umuhamagaro kubaganza b'abanyamahanga bari bagabirije mu gahamo ati: murashobora "kutwica, mukadutoteza, mukaducirako iteka... Akarenganyo kanyu n'ikimenyamenya ko tuzira ubusa... Mbere n'ububisha bwanyu ntibubafasha." Bwabaye ubutumire buhambaye bwo kuzana abandi kwizera Abakristo. "Uko turushiriza gucacurwa namwe, niko turushiriza gukura; amaraso y'abakristo n'imbuto."

Ibihumbi n'ibihumbi vyarafunzwe kandi biricwa, ariko abandi baranaga bagasubira mu bibanza vyabo. Kandi abishwe kubwo kwizera kwabo bashikirijwe Kristo, hanyuma abaharura nk'abaneshi. Bari barwanye intambara nziza, kandi bari biteze kuronka igitsibo c'ubwiza aho Kristo azozira. Imibabaro bari barihanganiye yaregeranije Abakristo n'Umucunguzi wabo. Akarorero kabo hamwe n'intahe yabo yo kumpfiro vyama na ntaryo ari ivyabona vy'ukuri; kandi, aho vyari vyitezwe buhoro, ibikoresho vya Satani vyariko birava ku gikorwa ciwe hanyuma bikiyegurira kuba musi y'icapa ca Satani.

**Kwimikiranya n'ubupagani**_Satani rero yaciye atunganya imigambi yo kurwanya no gutera anesha reta y'lmana, mu gushinga ibendera ryiwe mw'ishengero rya Kristo. Nka hamwe abakurikiye Kristo boshobora kuzimira hanyuma bagashika kukutanezerererwa Imana, hanyuma inkomezi zabo, n'ukwihangana kwabo, hamwe no gushikama kukananirwa, vyokworoha ko barwa mu mohe ya Satani.

Umwansi rutura yarageragеje gutsinda biciye mu buhendanyi ivyo yananiwe gushikako biciye mu nguvu. Agahamo karahagaze, mu gishingo cako yagasubirije irari ry'ubutunzi riteye ubwoba hamwe n'icubahiro c'isi. Abasenga ibigirwamana bashikanywe kukwakira igice c'ukwizera rukristo, mu gihe banse ukundi kuri guhambaye. Bavuga ngo bemera Yesu nk'Umwana w'lmana no kwizera ivy'urupfu rwiwe hamwe n'ukuzuka kwiwe, mugabo ntibari banyuzwe ku caha maze ngo bumve ko bakeneye ukwihana canke guhinduka kw'umutima. Kubera kubona ibintu kwabo nk'ukwo, [100]

bashikirije iviyumviro ko Abakristo bakwiye kugira ivyo baheba, kugira ngo bose bifatanirize hamwe ku rubuga rw'ukwizera Kristo.

Ico gihe rero ishengero ryari mukaga gateye ubwoba. Ibohero, agatotezo, umuriro, hamwe n'inkota vyari imigisha ugeranije n'ibi. Abakristo bamwe bahagaze bashikamye, bemanga ko batimikiranya n'ubupagani. Abandi baribaza ko bemeye canke bagahindura bimwe mu vyizerwa vyabo hanyuma bakifataniriza hamwe n'abemeye igice c'ubukristo, bushobora kuba uburyo bwo kubahindura vyuzuye. Ico cabaye igihe c'umubabaro muremure kubakurikiye Kristo b'intamuheba. Bifukishije ubukristo bwo kwigirisha, Satani kumayeri yinyegeteza ku buhinga mw'ishengero, kugira ngo yonone ukwizera no guhindukiza ubwenge bwabo abuvane kumajambo y'ukuri.

Impera n'imperuka igitigiri kinini c'Abakristo baramanuye urugero rwabo hanyuma bagira urunani hagati y'ubukristo n'ubupagani. N'aho abasenga ibigirwamana bavuga ko bahindutse, kandi bakaba barifatanije n'ishengero, bari bacumiye kugusenga ibigirwamana, mu guhindura gusa ibikoreshwa mu gusenga azana ibishushanyo vya Yesu, hamwe mbere na Mariya hamwe n'abandi bagororotsi. Umwambiro mubi wo gusenga ibigirwamana, wariciriye inzira mw'ishengero, urabandanya igikorwa ciwe
[101] co gusambura. Inyigisho zitari iz'ukuri, imigirwa y'ibintazi, hamwe n'ibirori vyo gusenga ibigirwamana vyinjizwa mu kwizera hamwe no gusenga mw'ishengero. Uko abakurikiye Yesu bifatanya n'abasenga ibigirwamana, idini rya Kristo ryaciye rigira agahaze maze ishengero ritakaza ukuba iritavanze hamwe n'ubushobozi bwaryo. Mugabo n'aho vyari uko, hariho bamwe batazimijwe n'ubuzimire. Bagumye babumbatiye ukuba intamuheba kuri nyene Ukuri hanyuma bagasenga Imana yonyene.

Hamye hariho imirwi ibiri mu bavuga ko bakurikira Kristo. Mu gihe abantu bari mu murwi umwe biga ubuzima bw'Umukiza hanyuma bakarondera gukosora amahinyu yabo hamwe no gusa n'icitegererezo, abari mu wundi murwi bizibiranya bakongera bakanka Ukuri kwuzuye kandi kwategerezwa mu baranga gushira ahabona amakosa yabo. Mbere no bihe vyaryo vyiza cane, ishengero ntiryigeze rigirwa gusa n'abantu b'abanyakuri, batanduye kandi b'intamuheba. Umukiza wacu yigishije ko abo baguma mu caha ku bushake badakwiye kwakirwa mw'ishengero. Yamara wenyene

yarifatanije n’abantu b’ingeso mbi, kandi yarabahaye akarusho k’inyigisho hamwe n’akarorero vyiwe, kugira ngo abane akaryo ko kubona no gukosora amakosa yabo.

Mugabo nta bwiyunge hagati y’Umwami w’umuco hamwe n’umukama w’umwijima, kandi ntihashobora kubaho ubumwe hagati y’ababakurikiye bose. Igihe Abakristo bumva ko bakwiye kwifatanya n’abo bari bahindutse vy’igice bava mu bupagani, batanguye kumanuka bava ku kuri batera bagenda. Satani yaranezerewe kubona yari yashoboye guhenda benshi cane mu bakurikiye Yesu. Maze azana ubushobozi bwiwe kuri kandi kurusha aho, abazanamwo guhama abagumye ari intamuheba ku Mana. Nta n’umwe yari gutahura neza cane kurugero nk’urwo uburyo bwo kurwanya ukwizera rukristo nk’abantu bigeze kuba aribo bakurwanira. Abo bakristo b’abahakanyi, bifatanije n’abo bagendana b’abapagani vy’igice, [102]
baciye berekeza urugamba rwabo ku bikomakomeye kurusha ibindi vy’inyigisho ya Kristo.

Abagomvye kuba intamuheba babonye ko bikenewe guhagarara bashikamye bahanganye n’ibinyoma hamwe n’ibizira vyari vyinyegeje mu mwambaro wa gipadiri hanyuma bikinjira mw’ishengero. Bibiliya ntiyari icemewe nk’urufatiro rwo kwizera. Inyigisho y’umwidegemvyo wo kwemera waciye witwa ubuhakanyi, hanyuma abari bayishigikiye baranswe bacirwako iteka.

**Gutandukana birakenewe**_Inyuma y’ikiringo kinini kandi kibi c’intambara, abo b’intamuheba bake bahisemwo kwitandukanya n’ibintu vyose bibahuza n’iryo shengero ryahakanye nimba ricanka kwiyambura ububeshi n’ugusenga ibigirwamana. Babonye ko gutandukana vyari ntagisivya nimba bakeneye kugamburukira ijambo ry’lmana. Ntibubahuka gusasirako amakosa y’agacamutwe ku mitima yabo hanyuma bashireho urugero rwoshira ahamanuka ukwizera kw’abana babo hamwe n’abana b’abana babo. Kugira ngo amahoro n’ubumwe babigumane, bari biteze guheba ikintu icari co cose gihwanye no kuguma ari abanyakuri k’Uhoraho, mugabo bumva ko n’amahoro azoba azimvye rwose nka hamwe vyosaba guheba ingingo ngenderwako. Nkako nimba amahoro ashobora kuza biciye mu kwimikiranya n’ubupagani kw’ukuri n’ubugororotsi, harakabaho itandukaniro, mbere n’intambara. Vyoba vyiza kw’ishengero n’isi nka hamwe ingingo ngenderwako

zatera abo bantu bari bashimitse ku kwizera gukora nk'uko bakora zari zivyuwe mu mitima y'abantu bavuga ko ari ab'lmana.

Intumwa Pawulo avuga ko "abipfuza kubaho ubuzima bwo muri Kristo Yesu bazohamwa." 2 ab'l korinto 3:12. None ni kuki , ko kurugero runini agahamo gasa n'agahunikiye? Impamvu imwe yonyene n'uko ishengero ryishushanije n'ingendo y'isi, gurtyo rero
[103] isi nta kurwanya ntabwo ritanvanze kandi ribe irifise kamere yera vyaranga ukwizera kw'Abakristo bo mu gihe ca Kristo n'intumwa ziwe. N'ukubera gusa kubera agatima ko kwimikiranya n'icaha, kubera ko Ukuri guhambaye kw'ljambo ry'lmana kurabwa nk'ico imbwa ihaze, kubera ko hari ukurondera Imana guke cane gushimitse, kubera ko ubukristo busa n'aho bumenyerewe n'isi. Nihabeho ikanguro ry'ukwizera hamwe n'ubushobozi bwo mw'ishengero rya kera, hanyuma impwemu y'agahamo izoca ivyuka mbere n'imbeya z'agahamo bisubire bidomekwe.

## Ibanga Ry'umugararizo

Mw'ikete ryiwe rigira kabiri yandikiye ab'l Tesalonike, intumwa Pawulo yavuze bitaraba ivy'umugararizo uhambaye uzova mw'ishingwa ry'ubupapa. Yatangaje ko umusi wa Kristo utazoza "kwa kureka Imana kutabanje kuboneka, kandi wa muntu w'umugarariji atarahishurwa, ni we mwana wo kuranduka, umurwanizi yishira hejuru y'icitwa Imana cose n'igisengwa; nuko azokwicara mu rusengero rw'lmana, yiyerekana ngo n'lmana." Kandi ikigeretseko, iyo ntumwa iragabisha abizera bagenzi bayo ko "ibanga ry'umugararizo n'ubu ririko rirakora, mugabo har'ubibuza none, gushitsa igihe azokurwaho." 2 ab'l Tesalonike 2:3,4,7. Mbere mu gihe ca kera yarabonye, yinyegeteza mw'ishengero, amakosa azotegura iterambere ry'ubupapa.

Buhoro buhoro, ryinumiye kandi rihoze hanyuma mu buryo bwugurutse uko ryatera rikura mu nkomezi no kuronka ububasha bwo kuganza ubwenge bw'umuntu, ibanga ry'umugararizo zarateje imbere igikorwa caryo c'ukuzimiza hamwe no kurogota. Hafi nk'aho ata n'umwe abona imigenzo ya gipagani yarinjiye mw'ishengero rya Kristo. Impwemu yo kwimikiranya hamwe no kwishushanya yari igifatiriwe n'agahamo gakomeye ishengero ryahuye nako musi y'ubupagani. Mugabo aho agahamo gahereye,

hanyuma ubukristo bukinjira mu ngo no mu birimba vy'abami, [104]
bwashize kuruhande kwa kujana n'ivyoroheje kwa Kristo hamwe n'abigishwa biwe haca haja ukwisakara ibintu hamwe n'ubwishime bw'abaherezi n'abakuru ba gipagani, hanyuma mu gishingo c'ivyo Imana isaba busubirizamwo ivyiyumviro hamwe n'imigenzo vy'abantu. Kwa guhinduka kw'izina kwa Constantino mu gice ca mbere c'ikinjana ca kane kwazanye umunezero uhambaye, kandi isi, yambaye impuzu z'ubugororotsi, irinjira mw'ishengero. Ubwo rero igikorwa co kwonona caciye gikura n'ingoga. Ubupagani, mu gihe bwasa n'ubutsinzwe, bwari bunesheje. Impwemu yabwo yaciye iganza ishengero. Inyigisho zabwo, imigirwa, hamwe n'ibintazi vyaciye vyinjizwa mukwizera hamwe no gusenga vy'abavuga ko bakurikira Kristo.

Ukwo kwivanga hagati y'ubupagani n'ubukristo kwashitse kugutera imbere kwa wa muntu w'umugarariji yari yarahanuwe nk'uwugwana n'uwishira hejuru y'lmana.

**Urwo rutonde rutura rw'idini rya gipagani ni igikoresho nyamukuru c'ububasha bwa Satani**_urwibutso rw'utwigoro twiwe two kwiyicarika ku ntebe y'lmana ngo aganze isi yisunze ubugombe bwiwe.

N'imwe mu nyigisho ziri imbere y'izindi z'Uburomani ko papa ari we mutwe uboneshwa amaso w'ishengero rya Kristo riri kw'isi yose, yahawe ububasha burengeye vyose hejuru y'abasenyeri n'abungere mu bice vyose vy'isi. Ibirenze kur'ibi, papa yihaye amazina n'ijunja ry'lmana.

Satani yar'azi neza ko Ivyanditswe Vyera bizoshoboza abantu gutandukanya ubuhendanyi bwiwe hamwe no guhangana n'ububasha bwiwe. Biciye mw'ljambo ryiwe Umukiza w'isi nawe nyene yaratsinze ibitero vyiwe. Ku gitero cose Kristo yerekanye inkinzo y'ukuri kw'ibihe vyose, agira ati, "Vyanditswe ngo." Kukintu cose umwansi yamuteje yakoresheje ubushishozi hamwe n'ubushobozi bw'ljambo. Kugira ngo Satani agumane ubwaku [105]
bwiwe kubantu no gushinga ububasha bwa papa, yategerezwa kubagumiza mu butamenya bw'ljambo. Bibiliya itera abantu gushira hejuru Imana no gushira abantu bafise Iherezo aho babwirizwa kuba koko. Kubera iyo mpamvu, Ukuri kwayo kwera kubwirizwa kunyegezwa no gukurwaho. Ubwo buryo bwo kwiyumvira bwarakiriwe n'ishengero ry'l Roma. Imyaka amajana yaraheze bibujijwe ko

Bibiliya igendagenda mu bantu. Abantu barabujijwe kuyisoma canke kuyitunga mumazu yabo, maze abapadiri hamwe n'abakuru mw'idini batagira ingingo ngenderwako zibagenga bagasobanura inyigisho zayo kugira ngo bishigikire. Gurtyo rero papa yaje kwemerwa hafi kw'isi yose nk'aho ari icariho c'lmana kw'isi, afise ubushasha burengeye ishengero hamwe na reta.

**Ibihe n'ivyagezwe bihindurwajkije**_Iwe gupima ko ikosa ryakozwe kivanyweho, Satani akora uko abishatse. Ubuhanuzi buvuga ko Ubupapa bwari "kuja imigabo yo guhindura ibihe n'ivyagezwe." Daniyeli 7:25. Ico gikorwa nticari kugeragezwa buhoro. Kwemerera abihanye bavuye mu gipagani igisubirira ibishushanyo basenga, gurtyo bakaba bateje imbere ukwizera kwabo kwo kw'izina Ubukristo, gusenga ibishishanyo n'ibicapo vyarinjijwe buhoro buhoro mu gusenga kw'Abakristo. Itegeko ry'inama rukokoma ryahavuye rishingisha imizi ubwo buryo bwo gusenga ibigirwamana. Kugira ngo igikorwa cabo co kwihamya bagiheraheze, Roma yaciye ifata icagezwe ca kabiri kibuza gusenga ibishushanyo, hanyuma igaburamwo icagezwe c'icumi kubiri, kugira ngo igitigiri kigume ari ca kindi.

Impwemu yo guhebera ubupagani yugururiye inzira gukengera bitera bikura ububasha bw'ijuru. Satani yarahikoze no kucagezwe ca kane naco, maze agira imigabo yo gushira kuruhande Isabato, umusi Imana yahezagiye ikongera ikaweza, hanyuma mu kibanza cayo ashira hejuru isabukuru ryahimbazwa n'abapagani nk' "umusi mun-
[106] yacubahiro w'izuba." Iryo hinduka ntiryageragejwe ubwa mbere mu buryo buboneka. Mu kinjana ca mbere abakristo ba mbere bari baragumije Isabato y'ukuri. Bari intamuheba kubw'icubahiro c'lmana, kandi bakizera, ko ivyagezwe vyayo bidahinduka, baragumije n'ishaka ryinshi ukwera kw'ingingo zavyo. Mugabo Satani yakokoresheje amayeri biciye mu bakozi biwe kugira ngo ashike kuntumbero yiwe. Kugira ngo ubwenge bw'abantu bwerekezwe kumusi wa mbere (Dimanche), wabaye isabukuru ry'icubahiro c'izuka rya Kristo. Maze ibikorwa vyo gusenga vy'idini bigakorwa no kuri uwo musi, yamara ukarabwa nk'umusi wo kwidagadura, kandi Isabato ikaguma yera kandi iziririzwa.

Mu gihe yari akiri umupagani, Constantino yarasohoye itegeko ryasaba ukuziririzwa muri rusangi kw'umusi wa mbere nk'umusi w'igihugu w'isabukuru ahagera ubwami bwagutse bw'Abaroma

(Empire Romain). Inyuma yo guhinduka akaba umukristo yagumye aharanira uwo musi bidasanzwe, hanyuma arateba arashimangira iryo tegeko ryiwe rya gipagani kubw'inyungu z'ukwizera kwiwe gushasha. Mugabo icubahiro baha uwo musi nticari gihagije kugira ngo bibuze Abakristo kuziririza Isabato y'ukuri nk'iyera y'Uhoraho. lyindi ntambuko yari ngombwa ngo ishikweko: inyuma y'imyaka mike Constantino asohoye iryo tegeko ryiwe, Umusenyeri Mukuru w'l Roma ahereza umusi wa mbere izina ry'Umusi w'Umwami. Gurtyo abantu buhoro buhoro bashikanwa kukuwufata nk'icagezwe cera. Mugabo n'aho nyene Isabato y'ukuri yagumye iziririzwa.

Wawundi azimiza kurusha abandi bose ntiyari bwaheraheze igikorwa ciwe neza. Aca afata ingingo itisubirako yo gukoraniriza Abakristo musi y'ibendera ryiwe hanyuma agakoresha ububasha bwiwe biciye muri ca cariho, wa mupapa w'umunyabwibone yemeza ko aserukira Kristo. Biciye mu bapagani bahindutse vy'igice, abakuru mw'idini bararikiye ivy'isi, hamwe n'abakuru bakunda isi aca ashika kuntumbero yiwe. Uko igihe cagenda amanama rukokoma yarakorwa, mur'ayo nayo abakozi b'ishengero [107] bahurira hamwe bavuye mw'isi yose. Hafi mu nama yose Isabato Imana yashinze barayicuvya uko imisi yagenda, mu gihe umusi wa mbere wowo baguma bawushira hejuru. Uko niko umusi w'isabukuru ya gipagani waje kuba impera n'imperuka nk'umusi Imana yashinze, mu gihe Isabato yo muri Bibiliya wavuzwe ko ari ikimenyetso ca kiyuda, kandi abayiziririza bavuzwe ko bavumwe.

Wa mugarariji ahambaye yishira "hejuru y'icitwa Imana canke igisengwa cose." 2 ab'l Tesalonike 2:4. Yari yubahutse guhindura ingingo imwe rudende yo mw'ljambo ry'lmana yerekeza mu buryo butihenda ku Mana y'ukuri kandi nzima. Mu cagezwe ca kane Imana ihishurwa nk'Umuremyi w'ijuru n'isi, ivyo navyo bikaba biyitandukanya n'izindi mana zose z'ikinyoma. Rwari urwibutso rw'igikorwa c'irema, ivyo nivyo vyatumye Imana yeza umusi w'indwi ng'ube umusi w'ikiruhuko k'umuntu. Wari washiriweho gutuma Imana nzima iguma imbere y'umuntu nk'isoko ry'ibintu vyose kandi ikaba iyo kwubahwa no gusengwa. Satani agerageza gukura abantu ku kugamburuka kwabo ku Mana hamwe no kwubahiriza Ivyagezwe vyayo. Gurtyo rero ashira inguvu ziwe cane cane ku kurwanya ico cagezwe kimwe cerekeza ku Mana nk'Umuremyi.

Abaprotestanti ubu bemeza ko izuka rya Kristo Dimanche vyatumye iba Isabato ya Gikristo. Mugabo ikimenyamenya co mu Vyanditswe kikabura. Nta cubahiro nk'ico cahawe uwo musi na Kristo ubwiwe canke intumwa ziwe. Ukuruhuka Dimanche nk'ikintu cashinzwe rukristo bifise inkomoko mw' "ibanga ry'umugararizo" ryari ryaratanguye igikorwa caryo mu gihe ca Pawulo. Mbega ni hehe canke ni ryari Uhoraho yemeje ko umwana w'Ubupapa abaye rwiwe? Mbega n'iyihe mvo itomoye yotangwa kugira ngo ihinduka ribe ivyagezwe ritarivuga?

[108] Mu kinjana ca gatandatu ubupapa bwari bwashinze imizi koko. Intebe yabwo y'inganji yari yashizwe mu gisagara c'ubwami, kandi Umusenyeri Mukuru w'l Roma aca atangazwa ko abaye umutwe w'ishengero ryose. Ubupagani bwari buhaye ikibanza cabwo Ubupapa. Ca Gisato cari gihaye ikibanza caco igikoko "ububasha, intebe y'ubwami, hamwe n'ubutware buhambaye." Ivyahishuwe 13:2. Aho niho hari hatanguye imyaka 1260 y'agakandamizo k'ubupapa yari yaravuzwe mu buhanuzin bwa Daniyeli na Yohana. (Daniyeli 7:25; Ivyahishuwe 13:5- 7.) Abakristo barahatiwe guhitamwo hagati yo kwemera gureka ubutamuheba no kwemera imigirwa no gusenga vya gipapa, canke kwica n'inkota, imbeya z'umuriro, canke incabiti y'ubutema ibiti. Ubu rero amajambo ya Yesu aba arashitse, "ariko muzoshengezwa n'abavyeyi banyu na bo, na bene nyoko n'incuti n'abakunzi, bamwe muri mwebwe bazobicisha. Muzoba mwanswe na bose babahora izina ryanje." Luka 21:16, 17. Agahamo kubantu b'intahemuka gatangura gutera kaba kabi kurusha uko vyari mbere, maze isi icika urubuga rw'intambara rwagutse. Imyaka amajana yaraheze ishengero rya Kristo ryaronse ubuhungiro mu misozi no bihanamanga. Umuhanuzi yaravuze ati: "Umugore ahungira mu bugaragwa, ah'afise ahantu yateguriwe n'lmana, kugira ngo bamugabuririyo imisi igihumbi n'amajana abiri na mirongo itandatu." Ivyahishuwe 12:6.

**Imyaka y'umwijima_**Ugukomera kw'lshengero ry'l Roma kwatanguye imyaka y'umwijima. Uko ububasha bwarwira, umwijima watera uba mwinshi. Ukwizera kwimuka kuva kuri Kristo, urufatiro rw'ukuri, kuja kuri papa w'l Roma. Mu gishingo co kwizigira Umwana w'lmana ngo abaharire ivyaha hamwe n'agakiza k'ibihe vyose, abantu bahanga amaso papa hamwe n'abapadiri hamwe n'abasenyeri yahaye ububasha. Barigishwa ngo papa niwe

muhuza wabo, ko ata muntu n'umwe ashobora kwegera Imana atamuciyeko, ikirenze ico, ko ahagaze mu kibanza c'lmana kubwabo, gurtyo ko ari itegeko ko yubahwa na bose. Kandi guca ukubiri [109] n'ivyo asaba yari impamvu ihagije yo guhabwa igihano ruhasha kumubiri n'umushaha.

Gurtyo rero ubwenge bw'abantu bwarajanywe bukugwa ku Mana bujanwa kubantu bashobora kwihenda, kurwa mu makosa, n'inkozi z'ibibi-kandi ikirenze ico, umutware w'umwijima ubwiwe, yakoresha ububasha bwiwe biciye muri bo. Icaha cinyegeza mu myambaro y'ubugorortsi. lyo Ivyanditswe bikuweho, hanyuma abana b'abantu bakibona nk'aho basumba vyose, ico twokwitega gusa biba amanyanga, ubuzimire, hamwe n'ukugabitanya guteye ubwoba. Hamwe n'ishirwa hejuru y'amategeko n'imigenzo vy'abantu haje ukwononekara kuzanana mu gushira kuruhande ivyagezwe vy'lmana.

**Imisi y'akaga**_Iyo misi yari mibi kw'ishengero rya Kristo. Abantu b'intamuheba ku rugero aibereye bari bake koko. N'aho Ukuri kutasigaye kutagira ivyabona, mugabo rimwe rimwe rimwe vyasa n'aho ikinyoma n'ibintazi vyari bigira bitsinze ubutagisurwamwo, kandi idini ry'ukuri rigiye kuzimanganywa kw'isi. Ishengero ryatakaje kubona ubutumwa, mugabo uburyo bwo gusenga buragwizwa, hanyuma abantu bagasabwa kwiremeka imitwaro igoye.

Bigishwa ko badakwiye kubona papa gusa nk'umuhuza wabo ahubwo kandi ko bakwiye kwizigira ibikorwa vyabo kugira ngo bihongere icaha. Ingendo ndende nyeranda, ibikorwa vyo kwihana, gusenga ibishusho, iyubakwa ry'amasengero, ibibanza vyeranda, ibicaniro, irihwa ry'amahera menshi kw'ishengero-ibi hamwe n'ibindi vyinshi vyarasabwa kugira ngo bahoshe uburake bw'lmana canke kugira ngo barabwe neza nayo, nk'aho womenga Imana imeze nk'ibiremwa bantu, igashavuzwa n'ubusabusa, canke igahozwa n'ingabire bayihaye canke ibikorwa vyo kwirega!

Ibinjana vyakurikiye vyabonetsemwo ukugwira kw'amakosa mu nyigisho nshimikiro zashingwa na Roma. N'imbere y'ishirwaho [110] ry'ubupapa, inyigisho z'abahinga mu vyiyumviro vy'abapagani zari zarashizweko umutima kandi zigira ubwaku kw'ishengero. Abantu benshi mubavuga ko bahindutse bari bacumiye ku ngingo ngenderwako z'ivyiyumviro za gipagani, mbere ntibanabandanije kuvyiga

bonyene ahubwo basaba abandi ngo babikorereko mu kwagura ubwaku bwabo mu bapagani. Ibi navyo vyazanye ibinyoma mu kwizera kw'abakristo. Izari imbere mu zindi kwari ukwizera ko umuntu adapfa kandi ko inyuma y'urupfu abandanya ubuzima. lyo nyigisho nshimikiro yashinze umushinge Roma yubatseko ugusenga aberanda hamwe no gusenga bikira Mariya. Aho niho hanagiye inyigisho y'ikinyoma yo kubabazwa ibihe vyose kubapfuye batihanye, ivyo navyo vyashizwe mu kwizera kwa gipapa ubwa mbere bugitangura.

Ibi bintu vyateguye inzira yo kuguma hinjiramwo n'ikindi gihimbano c'ubupagani, ico Roma yise Purugatori, hanyuma igikoresha mu gutera ubwoba amasinzi y'abantu yemera ibihimbano n'ibintazi. lyo nyigisho y'ikinyoma yemeje ukubaho kw'ikibanza c'aho abantu babarizwa, ahantu imitima y'abantu baciriweko iteka ry'ibihe vyose babarizwa nk'igihano c'ivyaha vyabo, aho naho abavuyeyo, bamaze gukurwako imyanda, bemererwa kwinnjira mw'ijuru.

Hariho n'ibindi bihimbano vyari bikenewe ngo bishoboze Roma gukamisha ubwoba hamwe n'amafuti y'abanywanyi bayo. Inyigisho nshimikiro y'ukugura ikigongwe yarafashije iki kintu. Uguharirwa ivyaha kwuzuye-ivyo muri kazoza, kubu, na kazozahamwe no gukira kubabazwa n'ibihano vyarasezeraniwe umuntu wese yiyandikishije mu ntambara z'abapapa kugira ngo yagure ubutware bwiwe, guhana abansi biwe, canke guhonya abantu bose bubahutse kwanka ubukuru bwiwe mu vya Mpwemu. Abantu barigishwa kandi ko kuriha amahera mw'ishengero kugira ngo bicun-
[111] gure icaha hamwe kandi no kubohora imishaha yaba ifatiwe mu Mbeya z'umuriro zo kubabazwa. Biciye mu nzira nk'izo Roma yujuje amasandugu yayo amahera kandi irabumbatira ubutware bwayo, kwihimbaza, hamwe n'amafuti y'abitwa abaserukizi ba wa wundi Atari afise aho kuryama.

Amategeko yo mu Vyanditswe y'imeza y'Umwami yarasubirijwe n'inkuka z'ugusenga ibigirwamana vy'imisa. Abapadiri bavuga ko bahindura umutsima usanzwe hamwe n'umuvinyu mu mubiri wa Kristo. Hamwe n'ivyiyumviro vy'ukurorogota bemanga icese ko bafise ububasha bwo "kurema Umuremyi." Kubwo igihano co kwicwa, Abakristo basabwe ko bemera ko bizera iyo nyigisho y'ikinyoma mbi, yo gutuka ijuru. Abanse bahawe imbeya z'umuriro.

Umurango w'amashoka w'Ubupapa niwo wabaye igicugu kw'isi mu vya Mpwemu. Ivyanditswe Vyera vyasa n'ibitazwi, Atari

kubantu, mbere no kubapadiri. Nk'abafarisayo ba kera, abarongozi b'ishengero baranka umuco woshira kumugaragaro ivyaha vyabo. Mu gukuraho ivyagezwe vy'lmana, urugero bw'ukugororotsi, baratwara ata rubibe hanyuma bagashira mu ngiro ingesso mbi atacamira. Amanyanga, ubusambo, hamwe n'ubkwica ivuagezwe vyari vyiganje. Abantu babayeho ata kibagera biciye mu kwironkera ubutunzi canke igiti. Ibirimba vy'abapapa n'abasenyeri vyacitse ahakorerwa ubushakanyi bw'agahomerabunwa. Bamwe mu bapapa batwara bari barakoze amabi ateye ishavu ku buryo bamwe mu bategetsi bo mw'isi bagerageje gutembagaza abo bategetsi bo mw'ishengero nk'ibisizimwe vyari vyararengeje ububisha ku buryo bitari bicihanganirwa ko boguma ku ntebe. Ibinjana vyinshi nta terambere mu kwiga, utugenegene, canke itarambere ry'imico. Uguhetama kw'ivya mpwemu hamwe no mu bwenge vyari vyaraguye kubukristo.

[112]
# Ikigabane ca cumi na kabiri: Ihema

Ubugorozi bwa giporotestanti bwubutse kugira ngo buhangane n'amakosa menshi ya Roma. Abagorozi barahagurukiye ibindi bibazo, vyafashwe minenerwe kuva kera, babonye mu Vyanditswe. Nko mu kinjana ca cumi n'icenda, umwitwarariko w'ukuza kwa Yesu wariko urakura mu biga Bibiliya bo mu madini n'ibihugu bitandukanye. Benshi bari biteze ko biba mu gice ca mbere c'ico kinjana. Uwo mwitwarariko wari ukaze bidasanzwe muri Amerika, aho abari babirimwo bari bazwi nk' "Abadevantiste." Bisunze mubuhanuzi bushingiye ku gihe bwo muri Daniyeli 8:14 buvuga ivyo guhumanurwa kw'ihema, bari biteze ko Yesu aza agahumanura isi mu mwaka w'1844. Ivyo, aho bitabereye, bamwe mu ribo baragiye barasesa Bibiliya kugira ngo batahure impamvu.

**Ihema ryo mw'isi n'iryo mw'ijuru**_Mu matohoza yabo, abo bigana umwete Bibiliya bahakuye ko ihema ryo mw'isi, iryo Mose yari yarubatse abitegetswe n'lmana kandi yisunze ikigereranyo c'iryo yeretswebkumusozi Sinayi, ryari "ikigereranyo c'igihe ca none, abakurikira ivyagezwe vyaryo bashikana amashikanwa bagatanga ibimazi." Abaheburayo 9:9. Batahura ko ibibanza vyaryo bibiri vyera vyari "ibigereranyo ry'ibiri mw'ijuru"; iryo Kristo, umuherezi wacu Mukuru, "akorera ahera, no mw'ihema nyakuri, ryashinzwe n'Uhoraho Atari abantu"; kandi ko Kristo "atinjiye ahera cane hakozwe n'intoke, h'ikigereranyo cah'ukuri, ariko yinjiye mw'ijuru ubwaho, kugira ngo none aduserukire imbere y'inyonga z'lmana." Abaheburayo 9:23; 8:2; Abaheburayo 9:24.

Ihema ryo mw'ijuru, iryo Yesu akoreramwo kubwacu, niryo nyakuri rihambaye, ry'ihema Mose yubatse nk'ikigereranyo. Nk'uko ihema ryo mw'isi ryari rifise ibihimba bibiri canke ivyumba bibiri, ahera n'ahera cane, niko hari ibibanza vy'ahera mw'ijuru. Isandugu ry'isezerano ririmwo ivyagezwe vy'lmana, igicaniro
[113] c'imibavu, hamwe n'ibindi bikoresho vyaba biri mw'ihema ryo kw'isi navyo nyene vyari bifise bigenzi vyavyo mw'ihema ryo mw'ijuru. Mw'iyerekwa ryera intumwa Yohana yaremerewe

kwinjira mw'ijuru, hanyuma aho niho yabonye ibiterekwako amatara hamwe n'amatara, hamwe n'igicaniro c'imibavu, kandi igihe "urusengero rw'lmana rwari rwuguruye," abona kandi "isandugu ry'isengero ryayo" Ivyahishuwe 4:5; 8:3; Ivyahishuwe 11:19.

Abariko bararondera Ukuri baronka ikimenyamenya kidahinyuzwa ko ihema ririyo mw'ijuru. Mose yubatse ihema ryo mw'isi yisunze iryo yeretswe. Pawulo avuga ko iryo yabonye ari ryo ryari ihema ry'ukuri, riri mw'ijuru (Abaheburayo 8:2, 5). Yohana yashinze intahe ko yaribonye mw'ijuru.

Mu mpera y'imisi 2300, mu mwaka w'1844, nta hema ryari kw'isi ibinjana vyinshi. Rero, ihema ryo mw'ijuru ribwirizwa kuba iryavuzwe muri iri jambo ngo "buzokwira buce imisi ibihumbi bibiri n'amajana atatu, niho ahantu hera hazobona guhumanurwa." Daniyeli 8:14. Mugabo none ni gute ihema ryo mw'ijuru ryari gukenera kwezwa? Basubiye ku Vyanditswe Vyera, abo banyeshure b'ubuhanuzi biga ko guhumanurwa kutari ukwo gukura umucafu wo mu buryo buboneka, kuko kwabwirizwa gukorwa kubw'amaraso, gurtyo rero kwabwirizwa kuba uguhumanurwa ku caha. lyo ntumwa ivuga iti: "Nuko vyari bibereye kw'ibigereranyo vy'ivyo mw'ijuru vyozwa n'ivyo bimazi, ariko, ivyo mw'ijuru ubwavyo bikozwa n'ibimazi biruta ivyo [mbere amaraso y'igiciroya Kristo]." Abaheburayo 9:23.

Kugira ngo baronke ubumenyi burenze ubwo kuguhumanurwa ubwo buhanuzi bwerekezako, bari bakeneye gutahura ivyakorerwa mw'ihema ryo kw'isi. Bashobora kwiga ibi biciye mu vyakorerwa mw'ihema ryo mw'isi gusa, kuko pawulo avuga ko abaherezi bakorerayo bakorera "igishushanyo n'igitutu c'ivyo mw'ijuru" Abaheburayo 8:5.

Guhumanurwa kw'ihema_Kera, nk'uko ivyaha vy'abantu [114]
vyashirwa, mu buryo bw'ikigereranyo, mw'ihema ryo mw'isi n'ugutanga amaraso, niko ivyaha vyacu, navyone, bishirwa kw'ihema ryo mw'ijuru n'amaraso ya Kristo. Kandi nk'uko uguhumanurwa kwo mu buryo bw'ikigereranyo kw'ihema ryo mw'isi kwakorwa biciye mu gukuraho ivyaha vyaba vyarihumanije, niko no guhumanurwa kw'iryo mw'ijuru gukorwa biciye mu gukuraho, gusibanganya, ivyaha vyandikwayo. Ibi bisaba guca irya n'ino ibitabo vyandikwamwo kugira hamenyekane umuntu, biciyemu kwihana icaha hamwe no kwizera Kristo, abereye kuronka ibiva

mu mpongano yiwe. Kwezwa kw'ihema rero gusaba igikorwa c'urubanza rw'itohoza. Iki gikorwa kibwirizwa gukorwa imbere y'uko Kristo aza gucungura abantu biwe, kuko niyaza, impera yiwe izoba iri kumwe nawe kugira ngo agerere umuntu wese ibikwiranye n'ivyo yakoze. (Ivyakozwe n'lntumwa 22:12.)

Uko niko ababandanije gukurikirana umuco waguma utera imbere w'ijambo ry'lmana babonye ko mu gishongo co kuza kw'isi mu mpera z'imisi 2300 mu mwaka w'1844, Kristo yaciye rero yinjira ahera cane ho mw'ihema ryo mw'ijuru, aho Imana iri, kugira ngo arangure igikorwa ca nyuma c'impongano, ategura ukuza kwiwe.

Ubutumwa bw'imbonekarimwe_Aho Kristo yinjira ahera cane ho mw'ihema ryo mw'ijuru kugira ngo akore igikorwa ca nyuma c'impongano, yahaye abasuku biwe ubutumwa bwa nyuma bw'imbabazi bwo kubwira isi. Uku ni kwa kugabisha kwa marayika wa gatatu wo mu Vyahishuwe 14. lyo ntumwa ibona ko igikurikira ukwamamazwa kwakwo, Umwana w'umuntu aca aza mu bwiza n'icubahiro gusarura ivyimburwa vyo kw'isi.

Ibintu biteye ubwoba kurusha ibindi vyoba vyarigeze kubwirwa umuntu apfa biri mu butumwa bwa marayika wa gatatu
[115] (Ivuahishuwe 14:9-12). Bibwirizwa kuba ari icaha c'ubuyobe gituma uburake bw'lmana bumanuka butavanze n'imababazi. Abantu ntibakwiye gusigazwa mumwijima kubijanye n'iki kintu. Ukugabisha kubijanye n'iki caha kubwirizwa guhabwa isi imbere yo gushika kw'imanza z'lmana, kugira ngo bose bamenye ko izi manza zizoshika kandi ko bashobora kuronka akaryo ko kurusimba.

Mubijanye n'ibizovamwo, imirwi ibiri, itandukanye, iraboneka. Mumurwi umwe hariyo umuntu wese "asenga ca gikoko n'igishushanyo caco, hanyuma agashirwako ikimenyetso kuruhanga canke ku kiganza," gurtyo rero bakaba bizaniye urubanza ruteye ubwoba rwerekanwa na marayika wa gatatu. Uwundi murwi, udasa n'isi, ni abo "bitondera ivyagezwe n'lmana kandi bafise ukwizera Yesu." Ivyahishuwe 14:9,12."

# Ikigabane ca cumi na gatatu: Ugucungurwa [116]

Muri kino kigabane hamwe n'ibikurikira, umwanditsi ashikiriza ibintu vyo muri kazoza, mugabo kenshi akabivuga muri kahise, nk'umuntu ariko abirabisha amaso yigana ivyo yabonye.

## Irangira Ry'imbabazi

Igihe ubutumwa bwa marayika wa gatatu bwariko burarangira, ubushobozi bw'lmana bwaje kubantu bayo. Barangije igikorwa cabo hanyuma bari biteguriye igihe co kugeragezwa cari imbere yabo. Bari baronse imvura y'urushana, canke guhemburwa biva ku kubaho kw'Uhoraho, kandi intahe nzima yakabuwe. Imburi ya nyuma ikomeye yasamiranye hose, hanyuma ica itera kubura amahoro hamwe n'uburake ababa kw'isi batazakira ubwo butumwa.

Abamarayika baranyaragurika baja irya n'ino mw'ijuru. Marayika umwe afise ihembe ribikwamwo wino murubavu avuye mw'isi hanyuma ashikiriza Yesu ko igikorwa ciwe ko yagihejeje, kandi ko abacunguwe baharuwe kandi bashizweko ikimenyetso. Hanyuma Yesu, yari maze igihe kirekire amaze akorera imbere y'isandugu ry'isezerano ririmwo ivyagezwe cumi, aterera hasi icotero. Ashira hejuru ibiganza vyiwe, hanyuma n'ijwi rirenga ati, "Birarangiye." Maze abamarayika bakura ibitsibo vyabo ku mitwe mu gihe Yesu yatangaza icese ati, "Ugabitanya n'ashishikare agabitanye; uwanduye mu mutima n'ashishikare yandure; uwugororotse n'ashishikare agororoke; uwera n'ashishikare yezwe." Ivyahishuwe 22:11.

Urubanza rw'umuntu wese rwacitse ko agiye gupfa canke kuzobaho. Mu gihe Yesu yariko arakorera mw'ihema, urubanza ruriko rurabandanya ku bagororotsi bapfuye, hanyuma kubagororotsi bakiriho. Kristo yakiriye ubwami bwiwe, yahejeje gutanga impongano y'abantu biwe akongera agasibanganya ivyaha vyabo. Abazoba mu [117]
bwami bamenyakanye. Ubugeni bw'Umwagazi w'intama bwabaye. Kandi ubwami, hamwe n'ubukuru bw'ubwami buri musi y'ijuru

ryose, buhabwa Yesu hamwe n'abaragwa Agakiza, hanyuma Yesu yabwirizwa kuganza nk'Umwami w'abami n'Umutware aganza abatware.

Mu gihe Yesu yava ahera cane, inzogera zari ku mpuzu yiwe zarajegeye; kandi uko yavayo, igicu c'umwijima gitwikira ababa kw'isi. Kuva ubwo nta muhuza yari akiriho hagati y'abantu n'lmana yacumuweko. Mu gihe Yesu yari agihagaze hagati y'abantu bagirwa n'amakosa n'lmana; hari hakiriho igifatira abantu gukora ibibi; mugabo asohotse mu kuba hagati y'abantu na Data, kwa kubuza kuvanwaho, hanyuma Satani aba afise ukugaba atakimuciramwo abo bose banse kwihana.

Ntivyari gushoboka ko ivyago bikororwa mu gihe Yesu akiriko arakorera mw'ihema, mugabo mu gihe igikorwa ciwe ngaho carangira hanyuma ukuja hagati kukugarwa, nta kintu na kimwe co guhosha uburake bw'lmana, hanyuma bica biraduka n'ubushangashirwe vyinshi bigwa ku mitwe y'abanyavyaha batagira aho bikinga, bafashe minenerwe umuco w'agakiza bakanka uguhanwa. Mur'ico gihe giteye ubwoba, inyuma y'iyugarwa ry'igikorwa ca Yesu c'ubuhuza, abantu b'lmana, abo Bibiliya yita abera, bari babayeho mu maso y'lmana yera batagira umuhuza. Urubanza rwose rwacitse, igisharizo (urugori) cose caharuwe.

**Harengeranye!** _Hanyuma Yesu akura impuzu ziwe za giherezi hanyuma yambara ikanzu yiwe y'ubwami isumba izindi. Ku mutwe wiwe hari ibitsibo vyinshi, igitsibo mu kindi. Akikujwe n'ingabo z'abamarayika, ava mw'ijuru. Ivyago vyariko biragwa kubaba kw'isi. Bamwe bariko barifatira Imana mu gahanga abandi bayivuma. Abandi bagatera abantu b'lmana hanyuma babasaba ngo babigishe uko bakwiye guhunga urubanza rubi rw'lmana.

[118] Mugabo abera ntaco babamariye. Iryososzi rya nyuma ku banyavyaha rizoba ryasheshwe, isengesho rya nyuma ry'umuniho ryatanzwe, umutwaro wa nyuma wikorewe, imburi ya nyuma yatanzwe. Ijwi ryiza ry'imbabazi ritakibahamagara. Igihe abagororotsi, hamwe n'abari mw'ijuru bose, bari bagishishikajwe n'agakiza kabo, nta gushishikazwa n'ivyabo. Ubugingo n'urupfu vyashizwe imbere yabo. Benshi bipfuza ubugingo, mugabo ntibagira akigoro ko kubwakira. Ntibahisemwo ubugingo, none ubu nta maraso y'impongano yari agihari ngo ukwandura kwabo kubaveko, nta Mukiza w'umunyembabazi abavugira yinginga kandi asemerera ati,: "Ba

uramuretse, ba uraretse uwo munyavyyaha gato." Ijuru ryifatanije na Yesu bumvise amajambo ateye ubwoba, "Karabaye! Birarangiye!" Umugambi w'agakiza washitse ku ntumbero, mugabo bake nibo bahisemwo kuwakira. None igihe ijwi ry'imbabazi ryiza rikamanganye, ubwoba n'intuntu bitekera abanyakibi. Hamwe n'amajmabo yumvikana biteye ubwoba bumva amajambo ngo, "Harengeranye! Harengeranye!"

Benshi mu banyakibi barashangashiwe mu gihe bahangana n'ingaruka z'ivyago mu mu babaro uteye ubwoba. Abavyeyi bariko baragiriza buzuye umururazi, abana babo, abana bagiriza abavyeyi, abavukanyi bagiriza bashiki babo, bashiki babo bagiriza basaza babo. Akaruru ko gucura intimba, karekare kazanana mu mpande zose: "Ni wewe watumye ntakira Ukuri kwari kunkiza iki gihe kibi c'ubugesera." Abantu bahindukiriye abapastoro babo babanse urunuka hanyuma bakabatako impfane, bababwira bati, "Ntimwatuburiye. Mwatubwira ngo isi yose izohindukira, hanyuma musemerera ngo, N'Amahoro, n'amahoro, kugira ngo mutere ubwoba bwose bwari kuvyuka guhera. Ntimwatubwiye ivy'iki gihe; kandi abatuburiye mwabagirije ko batwarira hejuru n'abantu babi, bodutera kurimbuka." Mugabo abo bungere ntibarokotse uburake bw'lmana. Ukubabazwa kwabo kwari ibihetangabo cumi kurusha abantu babo.

## Igihe C'umubabaro Wa Yakobo [119]

Abera bava mu miji n'ibisagara hanyuma baja hamwe mu mirwi, baba mu bibanza nk'inyakamwe vya bonyene. Abamarayika babaha ivyokurya n'amazi, mu gihe abanyakibi bari barembejwe n'inzara n'inyota. Abari abahambaye bo kw'isi baja hamwe ngo babazanye, na Satani n'abamarayika biwe bafatiriwe cane haruhande yabo. Igopi z'urwandiko zarakwiragijwe mu bice bitandukanye vyo kw'isi, zitanga amategeko ko kiretse abera bahevye ukwizera kwabo kwisa, bagaheba Isabato, hanyuma bagasenga umusi wa mbere w'iyinga, ko inyuma y'ikiringo abantu bazoba bafise uburenganzira bwo kubica. Mugabo iki gihe co kugeragezwa abera bari batekanye kandi batuje, bizera Imana kandi bashingiye kw'isezerano ko icanzo kizoboneka ku bwabo.

Mu bibanza bimwe bimwe, imbere y'uko igihe c'uko iryo tegeko rishirwa mu ngiro, abanyakibi bagurukira kubera ngo babice, mugabo Yesu yategetse abamarayika biwe ngo babarinde. Imana izohabwa icubahiro mu kugiragira isezerano n'abo bazoba baritondeye ivyagezwe vyayo, mu maso y'abansi babo bababakikuje; hanyuma Yesu azoheshwa icubahiro mu kwimura intamuheba ziwe, bamurindiriye umwanya muremure, batarinze kubona urupfu.

Abera bari babujijwe amahoro n'uguhagarika umutima. Basa n'abakikujwe n'abanyakibi baba kw'isi. Bamwe batangura gutinya ko Imana yoba yabahevye ngo bapfire mu biganza vy'abanyakibi. Mugabo iyaba amaso yabo yokwuguruka, bobona ingene bakikujwe n'abamarayika. Hanyuma haciye haza umurwi w'inkorabara zashangashiwe, hanyuma ikigwi c'abamarayika babi, banyaraguritsa abanyakibi ngo bice abera. Mugabo imbere y'uko begera abantu b'lmana, abanyakibi babwirizwa ubwa mbere kurengana umurwi w'abamarayika b'abanyenkomezi. Ivyo vyari ibidashoboka.
[120] Abamarayika b'lmana babatera gusubira inyuma hanyuma bongera bateza abamarayika babi bariko barabashusha bagwa bagaramye.

**Gutaka basaba gucungurwa_** Cari igihe giteye ubwoba, co gutaka kubi kw'abera. Ku murango no mw'ijuru baririra Imana ngo ibacungure. Ibibonekera mu maso, nta karyo ko kurusimba kari gahari. Abanyakibi baza bahejeje gutsinda, babacemeta bati: "None ni kuki Imana yanyu itabakura mu biganza vyacu? Ni kuki mutaduga ngo mukize ubugingo bwanyu?" Mugabo abera ntibabumvirije. Nka Yakobo, bariko baranigana n'imana (Itanguriro 32:22-32). Abamarayika bari bafise igishika co kubakiza, mugabo babwirizwa kurindira akandi gatoya. Abantu b'lmana babwirizwa kunywera kuri ico gikombe hanyuma bakabatizwa n'umubatizo wo kugeragezwa guhambaye. Abamarayika barabandanya kuba maso, kandi n'abizigirwa ku gikebere cabo. Imana ntishobora kwemera ko izina ryayo rikengerwa mu bapagani. Igihe casa n'igishitse aho igira yerekane ububasha bwayo no gucungura abera bayo. Kubw'icubahiro c'izina ryayo izokiza abantu bose bayirindiranye ukwihangana abo nabo amazina yabo yanditswe mu gitabo.

Vyari bimeze nk'ivyo intahemuka Nowa yaciyemwo. Imvura iguye hanyuma umwuzure ukaza, Nowa hamwe n'umuryango wiwe bari binjiye mu bwato, kandi Imana yari yabugaraniyemwo. Nowa yari yaburiye mu bwizigirwa ababa kw'isi b'imbere y'umwuzure,

mu gihe bo bamushinyaguriye kandi bakamutwenga. Kandi nk'uko amazi yamanutse kw'isi, hanyuma umwe inyuma y'uwundi agasoma nturi, babonye ubwato, ubwo bari baratwenze, buriko bugenda buke buke kumazi, buzigamye Nowa intahemuka hamwe n'umuryango wiwe. Ntabwo vyari bitazwi ko ku mpera y'ibihe abantu b'lmana, baburiye isi mu bwizigirwa kuvy'uburake bwayo, bazorokorwa. Imana ntishobora kwemera ko abanyakibi bica abari barindiriye kwimurwa bakajanwa mw'ijuru maze bakaba batemeye kwunamira [121] itegeko ry'igikoko canke bakire igishushanyo caco. Nka hamwe abanyakibi bemerewe kwica abera, satani hamwe n'abamarayika biwe, hamwe n'abo bose banka Imana, boba bahagijwe. Kandi, mbega intsinzi boba baronse mu ntambara ya nyuma kubw'ubukuru bwa Satani arondera kugira ububasha kur'abo bazoba bararondeye kubona Yesu, uwo bakunda! Abashinyaguriwe iciyumviro c'uko abera bajanwa bakaduzwa ngo babone umwitwarariko w'lmana ifitiye abantu bayo hanyuma babone ugucungurwa kw'icubahiro.

Ubwo abagororotsi bava mu miji no mu bisagara, bakurikiwe n'abanyakibi, bashaka kubica. Mugabo ibirwanisho vyabo bari babaguye ngo bice abantu b'lmana biravunika maze biba ibitagira inkomezi nk'ivyatsi. Abamarayika bakingira abera. Mu gihe barira ijoro n'umurango kugira ngo bacungurwe, ugutaka kwabo kugera imbere y'Uhoraho.

## Ugucungurwa Kwabera

Hari mw'ijoro mu gicugu igihe Imana yahitamwo gucungura abantu bayo. Mu gihe abanyakibi bariko barabatwenga, ubwo nyene bukwi na bukwi, izuba riraseruka, ryaka mu nkomezi zaryo zose, maze ukwezi kurahagarara. Abanyakibi baraba ibiriko biraba batangaye, mu gihe mu munezero ntangere abera babona ikimenyamenya ca mbere c'ugucungurwa kwabo. Ibimenyetso n'ibitangaza birakurikirana vuba na vuba. Ikintu cose casa n'ikitakigenda nk'uko cari gisanzwe. Imigezi ihagarika gutemba. Ibicu vyiraburaniwe, biremereye biraza birasekana. Mugabo hari ikibanza kimwe gitomoye, hanyuma muri co haza ijwi ry'lmana nk'amkazi menshi, ivyo binyiganyiza ijuru n'isi. Haba nyamugigima ihambaye. Imva ziruguruka, abari barapfuye bari musi y'ubutumwa bwa marayika wa gatatu, bubahiriza Isabato, bava mu buriri bwabo bw'ivu bafise

[122] imibiri idashobora gupfa, ngo bumve isezerano ry'amahoro Imana yari kugirana n'abitondeye Ivyagezwe cumi.

Ijuru riruguruka maze rirugarika kandi ryari mu muvurungano. Imisozi iranyiganyiga nk'irenga mu muyaga hamwe n'ibitandara vyononekaye bihakikuje. Ikiyaga kiratogota nk'inkono hanyuma biterera ibibuye kw'isi. Kandi uko Imana yahereza isezerano ry'ibihe vyose abantu bayo, avuga iryungane rimwe, hanyuma iranuma, mu bihe amajambo yariko arakwiragira kw'isi. isirayeli y'lmana ihagarara amaso yabo araba hejuru, bumviriza amajambo uko yava mu kanwa ka Yehova hanyuma agakwira kw'isi nk'inyerere z'imituragaro w'urwamo rwinshi. Vyari biteye ubwoba mu buryo budasanzwe. Ku mpera ry'iryungane ryose abera barasemerera bati, "Ubwiza! Haleluya!" Mu maso habo harakayangana n'ubwiza bw'lmana, hakaka n'ubwiza nko mu maso ha Mose igihe yava ku musozi Sinayi. Abanyakibi ntibashobora kubahanga amaso kubw'ubwiza. Maze Imana yatura umugisha utagira Iherezo ku bantu bayihaye icubahiro mu kwubahiriza Isabato nk'iyera, bavugira bose hamwe n'ijwi rirenga n'intsinzi ku gikoko n'igishushanyo cayo.

**Ukuza kwa kabiri kwa Kristo_** Vuba haca haboneka igicu cera, ico Umwana w'umuntu yicayeko. Ubwa mbere kikiri kure, ico gicu casa n'aho ari gito cane. Uko cagera kw'isi, umuntu wese yarashobora kubona ubwiza butagira agahonzi hamwe n'ubutore bwa Yesu uko yatera yegereza kunesha. Umurwi w'abamarayika bera bafise ibitsibo bikayangayana kumitwe yabo bamuherekeje.

Nta rurimi rushobora kwigana ubwiza bw'ivyo bintu. Ico gicu kizima c'ubwiza kandi gifise ubwiza butorenganwa kiguma cegereza, ca kindi wa muntu w'igikundiro Yesu, atambaye igitsibo c'amahwa, mugabo yambaye igitsibo c'ubwiza mu ruhanga. Kw'ikanzu yiwe hamwe no kukibero ciwe handitswe izina ryanditsweko, Umwami w'abami, Umutware w'abatware (Ivyahishuwe
[123] 19:16). Mu maso hiwe harakayangana nk'ugukayangana kwo mu mashoka, mu maso hiwe hasa n'ibirimi vy'umuriro, kandi ibirenge vyiwe vyasa n'umuringa mwiza (Ivyahishuwe 1:14-16). Ijwi ryiwe ryumvikana nk'ivyuma vy'umuziki. Isi itigita imbere yiwe, ijuru rivanwaho nk'umuzingo w'igitabo kizinzwe, kandi umusozi wose n'ibizinga bivanwa ahantu havyo. "Abami bo mw'isi n'abaganwa n'abakuru b'abagabisha b'abasoda n'abatunzi n'abanyenkomezi

n'abagurano bose n'abidegemvya bose binyegeza mu masenga no mu bitandara vyo mu misozi; babarira imisozi n'ibitandara, bati Ni mutugweko, muduhishe inyonga z'lvyagiye kuri irya ntebe n'uburake bw'Umwagazi w'lntama." Ivyahishuwe 6:15-17.

Abo bose igihe gito imbere y'aho bari kurimbura abana b'lmana bakabavana kw'isi bariboneye ubwiza bw'lmana bubariko. Kandi hagati mu bwoba bwabo bumvise amajwi y'abera aririmbana umunezero, bavuga bati, "Eh'iyi ni yo Mana yacu; ni yo twari turorereye, nay o iradukiza." Yesaya 25:9.

**Umuzuko wa mbere**_Isi iratigita mu buryo bukomeye mu gihe ijwi ry'Umwana w'lmana ryahamagara abera basinziririye mu mva zabo. Bitaba uwo muhamagaro maze barazuka bambaye ukudapfa kw'ubwiza, basemerera bati, "Wa rupfu we, intsinzi yawe iri hehe? Wa rupfu we, uruboyi rwawe ruri hehe?" (Raba 1 ab'l Korinto 15:55). Hanyuma abagororotsi bazoba bakiriho hamwe n'abazutse bashira amajwi mare mare yabo hejuru mw'ijwi ry'intsinzi. Imibiri izoba yamanutse mu mva ifise ibisigarira vy'umurwayi hamwe n'urupfu iduga idafise ifise amagara Atari busubire gupfa hamwe n'ubukomezi. Abagororotsi bazoba bakiriho bazohindurwa mu kanya gato, mu kanya nk'ako gukubita urugohe, maze bateruranwa n'abakiriho, bari kumwe guhwana n'Uhoraho mu kirere. Mbega umusi mwiza wo guhura kw'ubwiza! Abagenzi urupfu ruzoba rwaratandukanije barabonana, ubutagisubira gutandukana ukundi.

Ku mpande zose z'imikogote hari amababa, kandi no musi hari [124]
amakurudumu yaka. Maze abera bari muri ca gicu basemerera bati, "Ubwiza! Haleluya!" Maze ya mikogote iraduga ija mu gisagara cera. Imbere yo kwinjira ico gisagara, abagororotsi batondekwa mw'ikwadarato nziza, Yesu nawe ari hagati yabo. Ahagaze umutwe n'ibitugu vyarengera abagororotsi hamwe n'abamarayika. Bose muri iyo kwadarato barashobora kubona ishusho yiwe y'ijunja no mu maso hiwe h'igikundiro.

## Ingero Y'abagororotsi

Maze igitigiri kinini c'abamarayika kivuye muri ca gisagara kizana ibitsibo vy'ubwiza-igitsibo k'umugororotsi wese, hariko n'izina ryanditsweko. Mu gihe Yesu yatumako ivyo bitsibo, abamarayika barabimushikiriza, maze akoresheje ukuboko kwiwe kw'l

buryo Yesu atereka ivyo bitsibo ku mitwe y'abagororotsi. Uko nyene niko abamarayika bazanye inanga, Yesu nawe azishikiriza abagororotsi. Umumarayika mukuru aratangura avuza inota, maze ijwi ryose rishirwa hejuru riduza mashimwe no guhimbaza, kandi ukuboko kwose kwarakoze kur'iyo mirya y'inanga mu buhinga, arungika umuziki uryoshe mu mudiho kandi urimwo vyinshi.

Yesu ajana uwo murwi w'abacunguwe kw'irembo ry'ico gisagara. Afata urugi, araryugurura riri ku mapata yarwo akayangana, araheza atumira amahanga yagumije Ukuri ngo yinjire. Mur'ico gisagara hari ikintu cose kizonezera ijisho. Ubwiza budasanzwe bwaboneka hose. Hanyuma Yesu yitegereza abagororotsi bacunguwe, bakayangana mu maso. Ubwo yabitegereza mu maso, aravuga, n'ijwi ryiwe, ryagutse nk'ururirimbo ati, "Ndiko ndabona ivyavuye mu bise vy'Umushaha wanje, kandi birampagije. Ubu bwiza burimwo ubutunzi n'ubwanyu ngo mububemwo munezerewe ibihe vyose. Imibabaro yanyu irarangiye. Nta rupfu ruzongera kubaho, nta n'umubabaro canke gutaka, kandi nta n'uburibwe bizongera kubaho."

[125] Abacunguwe barunama hanyuma barambika ibitsibo vyabo bikayangana ku birenge vya Yesu, hanyuma ibiganza vyiwe vy'igikundiro bibishira hejuru, nabo bagaca batora inanga zabo z'inzahabu maze buzuza ijunj ryose umudiho hamwe n'indirimbo zo kuninahaza Umwagazi.

Hanyuma Yesu aja imbere abantu ku giti c'ubugingo, maze n'ubwo nyene bumva ijwi ryiwe ryiza, risumba ugusamirana kw'indirimbo icurarangishijwe ubuhinga ugutwi kw'umuntu apfa yoba yarigeze kwumva, avuga ati, "Ibibabi vy'igiti c'ubugingo nivyo kuvura amahanga. Ni mubiryeko mwese." Ku giti c'ubugingo niho hari icamwa kiryoshe kurusha ibindi biti vyose, ivyo navyo niho abera bashobora kuryako mumwidegemvyo. Mur'ico gisagara hari intebe y'ubwami isumba izindi ubwiza, mur'iyo ntebe hava uruzi rw'amazi meza y'ubugingo, abonerana nk'icirore. Ku mpande zose z'uru ruzi niho igiti c'ubugingo cari, kandi ku nkengera z'urwo ruzi hari ibiti vyiza vyama ivyamwa bibereye kuribwa.

Ururimi uko rwakabaye kwose rufise intege nke zo kugerageza kwigana uko ijuru rimeze. Turashobora gusobanura duti, "Mbega urukundo! Mbega urukundo rutangaje!" ururimi rushizwe hejuru ku-

rusha izindi rurananirwa kwigena ubwiza bw'ijuru canke uburemure bw'amajepfo bw'urukundo rw'Umukiza.

[126] # Ikigabane ca cumi na kane: Urwasomwe

### Ikimpumbi

Kw'isi, abanyakibi bishwe, imibiri yabo yapfuye iryamye kuri yo. Uburake bw'lmana mu vyago indwi vyarashitse ku baba kw'isi, bibatere guhekenya indimi zabo no gutuka Imana. Inyuma y'ugucungurwa kw'abagororotsi n'ijwi ry'lmana, amasinzi y'abanyakibi barasubiranamwo batanako ibirake. Isi yasa n'aho n'iyarengewe n'umwuzure w'amaraso, kandi ibiziga vyava ku mpera imwe bigashika ku yindi.

Isi yasa n'ubugaragwa bw'ubweranyange. Imiji n'ibisagara, vyatigitishijwe na nyamugigima, yegeranijwe nk'ikirundo. Imisozi yakuwe ahantu hayo, ivyo navyo bigasiga ibimanga binini binini. Ibitandara vyabozaguwe n'ikiyaga, vyatabutse vyomorotse kw'isi ubwayo, vyatawe kw'isi n'ikiyaga, bitererwa hirya no hino. Aho niho hazoba kwa Satani imyaka igihumbi. Aho niho azoboherwa, kugira ngo ayerere aduga yongera amanuka kubutaka bw'isi hanyuma abone ingaruka z'umugararizo wiwe kuvyagezwe vy'Uhoraho. Imyaka igihumbi azoshobora kwibonera ivyamwa vy'umuvumo yateje.

Abohewe kw'isi wenyene, ntazoronka akarusho ko kuja ku yandi masi, kugira ngo agerageze abataguye. Mur'ico gihe Satani azogira umubabaro uhanitse. Kuva ku kurwa kwiwe ibimuranga vya kamere yiwe mbi bizoba vyama bihora bikoreshwa na ntaryo. Mugabo muri iyo myaka igihumbi azokwimwa ubushobozi bwiwe hanyuma asigwe wenyene kugira ngo yiyumvire uruhara yagize kuva akirwa, no kugira ngo yitegerezanye uguhinda umushitsi hamwe n'ubwoba kazoza gateye ubwoba igihe abwirizwa kuzobabazwa kubw'ibibi vyose yakoze no guhanzwa kubw'ivyaha vyose yateje.

Mu bamarayika n'abagororotsi bacunguwe hazanana amajwi
[127] y'intsinzi nk'ay'ivyuma ibihumbi cumi, kuko Satani atazosubira kubateza umutima uhagaze no kubagerageza kandi no kubera ababa mu

yandi masi barokowe aho atazongera kubegera hamwe n'ibigeragezo vyiwe.

Yesu hamwe n'abagororotsi bacunguwe bicara ku ntebe z'ubwami, kandi abera baganza nk'abami n'abaherezi b'lmana. Kristo, ari kumwe n'abantu biwe, bacira urubanza abanyakibi bapfuye, bagereranya ibikorwa vyabo n'lgitabo c'Amategeko Nshingiro, Ijambo ry'lmana, hanyuma bagaca urubanza rwose hisunzwe ibikorwa vy'umuntu wese akiri mumubiri. (Raba Ivyahishuwe 20:4-6.) hanyuma bahereza abanyakibi umugabane babwirizwa kubona, hisunzwe ibikorwa vyabo, maze birandikwa kw'izina ryose mu gitabu c'urupfu. Yesu n'abagororotsi nabo bazocirwa urubanza na satani hamwe n'abamarayika biwe. Igihano ca Satani kizoba kinini rwose gusumba abo azoba yarazimije. Umubabaro wiwe uzosumba kure n'iyo uwabo kuburyo botonagereranywa. Kuka nkakwo abo yazimije barimbutse, Satani abwirizwa kubaho ikindi gihe no kubabazwa cane.

Inyuma y'urubanza abanyakibi bapfuye rurahera, mu mpera yay a myaka igihumbi, Yesu ava muri ca gisagara, hanyuma abagororotsi hamwe n'isinzi ry'abamarayika baramukurikira. Yesu aramanuka kumusozi munini, agishikanako ibirenge, utasadukamwo kubiri hanyuma ucika ikiyaya kinini. Hanyuma ca gisagara kinini kandi ciza, gifise amatanguriro cumi n'abiri hamwe n'aamarembo cumi n'abiri, atatu atatu ku ruhande rwose, hanyuma umumarayika ari kw'irembo ryose, yaboneka hejuru. Abacunguwe bashira ijwi hejuru bati, "Ca gisagara! Ca gisagara! Kiriko kiramanuka kivuye ku Mana mw'ijuru!" Maze kiramanuka mubwiza bwaco bwose bw'akaburarugero hamwe n'ubwiza bukayangana, maze cicara muri ca kiyaya Yesu yagiteguriye.

**Umuzuko wa kabiri**_Hanyuma Yesu hamwe nay a masinzi [128]
y'abamarayika bera hamwe n'abacunguwe bose bava muri ca gisagara. Abo bamarayika bazunguruka Umugabisha wabo hanyuma baramukurikira, urugendo rw'abacunguwe rurakurikira. Hanyuma, mu bukuru buteye ubwoba, Yesu ahamagara abanyakibi bapfuye kugira ngo bazuke. Barazuka bagifise imibiri ya magoyagi, irwaye bajanye mu mva. Mbega ibintu! Abari mu mumuzuko wa mbere bazukanye ugukayangana kurimwo kudapfa, mugabo mu muzuko wa kabiri ibimenyetso vy'umuzuko biraboneka kuri bose. Abami bo kw'isi hamwe n'abubahwa bo kw'isi, abakene

n'abaciye bugufi, abize n'abatize, bava mumva bose bari kumwe. Bose babona Umwana w'umuntu. Ba bantu nyen bakengereye bagashinyagurira Yesu, bamushize urugori rw'amahwa kuruhanga rwiwe rwera hanyuma bakamukubitisha irenga, bamubona yambaye ijunja ryiwe nk'Umwami. Abo bamuciriye amate mu maso igihe yariko arageragezwa ubu rero birabahindukanye ariko arababana ijisho riraba rigera kure n'ubwiza bwo mu nyonga hiwe. Abamuteye imisumari mu biganza no mu birenge ubu rero bariko bararaba inkovu z'ukubambwa kwiwe. Abamuteye icumu mu rubavu babona ibimenyetso vy'ububisha bwabo kumubiri wiwe. Kandi barazi ko ari wa wundi nyene babamvye bakongera bagatonagura ariko arababazwa kumpfiro. Hanyuma haca humvikana ugucura intimba kurekure, barira, bahunga ngo binyegeze Umwami w'abami n'Umutware w'abatware.

Bose bariko barondera kwinyegeza mu bitandara, binyegeza ubwiza buteye ubwoba bw'uwo bigeze gukengera. Kandi, kubwo kurengerwa kandi babababaye kubw'ijunja ryiwe hamwe n'ubwiza buhambaye, bashirira hamwe amajwi hejuru, mu buryo bwumvikana bati, "Hashemezwe uwuze mw'izina ry'Uhoraho!"

Maze Yesu hamwe n'abamarayika bera, hamwe n'abagororotsi bose, basubira muri ca gisagara, hanyuma induru zuzuye umururazi no gucura intimba bizanana muri babanyakibi bikwira ikirere.
[129] Maze Satani arasubira atangura igikorwa ciwe. Aragenda mubiwe hanyuma atuma abanyentege nke na ba magoyagi bakomera, ababwira ko we n'abamarayika biwe bakomeye. Abereka ya mamiriyoni atoharurika yazuwe. Hari abarwanyi b'abanyenkomezi hamwe n'abami bari bafise ubuhinga mu ntambara kandi banesheje ubwami n'ubundi. Hariho ibigatanya hamwe n'abantu b'inshirukanya batigeze batsindwa mu rugamba na rumwe. Hari na Napolewo, umwe w'umunyabwishime, w'umunyerari, uwo nawe ivyiyumviro vyiwe bikaba vyarateye isi guhinda agashitsi. Abantu b'ijunja kandi bahawe icubahiro niho bari, bari baraguye kurubuga rw'intambara bafise inyota yo kunesha.

Uko bava mu mva zabo, baciye batangurira imigabo yabo aho yahagarariye igihe bapfa. Baracafise bwa bushake nyene bwo kunesha ababatsinze ingene bananiwe. Satani aja inama n'abamarayika biwe hamwe n'abami n'abarwanyi hamwe n'abanyenkomezi. Hanyuma araba ico gisirikare kinini aca arababwira ko umurwi uri muri ca gis-

agara ari muto kandi ata nkomezi ugira, kandi ko bahobora kuduga bakawifatira, hanyuma bace basohora abakibamwo, hanyuma bace basahura ubutunzi hamwe n'ubwiza bicike ivyabo.

Satani aratsinda mu kubahenda, maze ubwo nyene bose baca batangura kwitegurira intambara. Hariho abahinga benshi muri ico gisirikare kinini, hanyuma bubaka ubwoko bwose bw'ishirwamungiro ry'intambara. Hanyuma bari kumwe na Satani imbere yabo, ya masinzi aja imbere. Abami n'abarwanyi bakurikirira hafi Satani, hanyuma barigabura mu mirwi. Umurwi wose ukaba ufise uwuwurongoye, kandi mu buryo burimwo urutonde batambuke baca hejuru ya yasi yasenyaguritse bagana aho ca gisagara cera kiri. Yesu yugara imiryango y'ico gisagara, hanyuma abasirikare b'ico gisagara baragikikuza hanyuma bahagarara biteze kugaba ibitero, biteze intambara idasanzwe.

## Ukwimikwa Kwa Kristo [130]

Ubu rero Kristo arasubiye kubonana icese n'abansi biwe. Hejuru y'ico gisagara, kw'iremezo ry'inzahabu yakuweko inkamba, hari intebe, iri hejuru kandi ishizwe hejuru. Kuri iyo ntebe niho Umwana w'lmana yicara, hanyuma agakikuzwa n'abiwe mu bwami. Nta rurimi rushobora kwigana ubushobozi n'ijunja rya Kristo; nta karamu rishobora kuvyigana. Ubwiza bwa Oata ahoraho butwikiriye Umwana wayo. Ugukayangana kwiwe kwuzuye igisagara c'lmana kandi kurarengana no hanze y'amarembo, ivyo navyo bikuzuza isi ugukayangana kuvuyeyo.

Hafi cane y'iyo ntebe hari ba bandi bigeze kuba bafise ishaka ryinshi mu vya Satani, mugabo, ubu babaye nk'ibishirira vyokowe mumuriro, bakaba barakurikiye Umukiza wabo gushika I bwina no kumwihebera. Abakurikira n'abagiye imbere abandi muri kamere rukristo hagati mu kinyoma hamwe no kutizera, abo bahaye iteka ivyagezwe vy'lmana igihe abakristo bavuga ngo ntaco bimaze, hamwe n'amamiriyoni, yo mu myaka yose, bishwe kubwo kwizera kwabo. Kandi hejuru y'abo hari n' "ishengero ryinshi ata woshobora kuriharura, bo mumahanga yose n'imiryango yose n'amoko yose n'indimi zose, bahagaze imbere y'Umwagazi w'lntama, bambaye imvune zera, bari n'amashami y'ibigazi mu minwe." Ivyahishuwe 7:9. Intambara irahezwa, intsinzi yabonetse. Barwanye intam-

bara nziza hanyuma bagashikira igitsibo. Ishami ry'ikigazi mu biganza vyabo n'ikimenyetso k'intsinzi yabo, maze ikanzu year n'ikimenyetso c'ubugororotsi bwa bwa Kristo, ubu rero bukaba ari ubwabo.

Abacunguwe baterura indirimbo y'amashimwe isamirana ikongera igasamirana aharengeye amajuru ngo: "Agakiza n'ak'lmana yacu ivyagiye kuri irya ntebe, n'ak'Umwagazi!" abamarayika bashira hamwe amajwi yabo basenga. Mu gihe abacunguwe
[131] bibonera ubushobozi n'intumbero mbi vya Satani, babonye, kurusha uko bigeze kubimenya, ko ata bubasha na bumwe bundi bwobateye gutsinda Atari ubwa Ktisto. Mur'iryo sinzi ry'abantu bakayangana nta n'umwe wo kwitirirwa Agakiza, nk'aho womenga batsinze bonyene ubwabo kubw'ububasha n'ubwiza vyabo. Nta kintu na kimwe bovuga kuco bakoze canke kuvyababayeko, Atari umutwaro w'indirimbo iyari yo yose, ijambo ritangura ururirimbo rwose rwo guhayagiza ni, "Agakiza n'ak'lmana yacu ivyagiye kuri irya ntebe, ... n'ak'Umwagazi!" lvyahishuwe 7:10.

Ababa mw'isi no mw'ijuru bakoraniye hamwe, ukwimikwa k'Umwana w'lmana kwa nyuma kurabaye. Ubu rero, ahawe ububasha burengeye bose mw'ijunja no mu bubasha, Umwami w'abami atangaje amajambo kubagarariji barwanya reta yiwe kandi ashize mu ngiro urubanza kuri abo bose bakandamije ubwoko bwiwe. Intumwa y'lmana iravuga iti: "Mbona intebe niniya yera, mbona n'lyivyagiyeko, isi n'ijuru bihunga mu nyonga hayo, aho vyahora ntihaba hakiboneka. Mbona abapfuye, abahambaye n'aboroshe, bahagaze imbere y'iyo ntebe; kand'ibitabo birazingururwa. Kand'ikindi gitabo kirazingururwa, ni co gitabo c'ubugingo. Abapfuye bacirwa urubanza z'ivyanditswe mur'ivyo bitabo, zikwiranye n'ivyo bakoze." Ivyahishuwe 20:11,12.

Ubwo nyene ibitabo bikizingururwa, hanyuma ijisho rya Yesu rikitegereza abanyakibi, baca bibuka icaha cose boba barigeze gukora. Bagaca babona ingene ibirenge vyabo vyanyereye bikava mu nzira yo kwera no gutunganywa, nk'uko nyene ubwishime n'umugararizo vyabajanye mu kwica ivyagezwe vy'lmana. Ibigeragezo bizimiza bateye umwete mu gukundwakaza icaha, imigisha bakoresheje nabi, imipfunda y'imbabazi bakubise bayisubiza inyuma kubw'umutima wabo utagonda izosi, kandi utihana-vyose biboneka nk'ivyanditswe mw'ikete ry'umuriro.

**Indabo ya hamwe y'lntambara lhambaye**_Hejuru y'iyo ntebe y'ubwami babona umusaraba, hamwe n'ingene vyagenze igihe Adamu yageragezwa hamwe no kurwa kwiwe hamwe mbere n'intambuko zikurikirana z'umugambi w'agakiza biboneka nk'ibiriko bibonekera muri rusangi mu kubanza kimwe. Ivuka riciye bugufi cane ry'Umukiza, ubuzima bwiwe busanzwe no kugamburuka agitangura kuba kw'isi, umubatizo wiwe muri Yorodani, kwisonzesha hamwe n'ukugeragezwa mu bugaragwa, igikorwa ciwe co mu rukinja cahaye abantu ingabire izimvye kurusha izindi, imisi yaranzwe n'ibikorwa vy'urukundo hamwe n'imbabazi, amajoro y'ugusenga no kuba maso ari wenyene mu misozi, ishari ryatuma bagira inama yo kumugambanira, urwanko, hamwe n'ubukozi bw'ikibi vyavuyemwo ico yamaze, kwa gutaka guteye ubwoba kw'ibisigabwenge kw'l Getsemane musi y'umuruho wamufyonyora kubw'ivyaha vy'abari mw'isi bose, kuhemukirwa kwiwe agashirwa mu maboko y'umurwi w'inkorabara, ibintu vyamubayeko biteye akoba vyo muri rirya joro ry'ubuyobe: imbohe itagira ikiruhuko, yahebwe n'abigishwa yakunda cane kurusha abandi, ukuntu yajanywe nabi atagateka mu mabarabara y'l Yerusalemu, Umwana w'lmana yagizwe agatete imbere ya Anasi, ashengezwa mu kirimba c'umuherezi mukuru, gucirwa urubanza mu kirimba kwa Pilato, wa Herodi w'ikigahugahu n'inkozi y'ikibi, yaratutswe, arashinyagurirwa, arakubagurwa, hanyuma acirirwa urwo gupfavyose vyerekanwe ata vyijiji. [132]

Ubu rero imbere ya ya masinzi yasamye ivyabaye ubwa nyuma birerekanwa: wa Munyamibabaro ariko atambukira mu kayira kaja I Kaluvari, Umwami w'ijuru amanitswe kumusaraba, babaherezi biyemera hamwe n'agakuku k'abasemerera bamucurira mu mubabaro wiwe wo kumpfiro, wa mwijima udasanzwe, isi iremera, ibitandara bisadagurika, imva zuguruye, vyerekana igihe Umucunguzi w'isi yarekuye ubugingo bwiwe.

Ivyo bintu biteye ubwoba biraboneka nk'uko vyagenze nyene. [133]
Satani, abamarayika biwe, hamwe n'abamukurikiye nta bubasha bafise bwo guhunga isanamu y'ibikorwa bo nyene bikoreye. Umuntu wese yibuka uruhara yagize. Herodi, yishe abana ataco bazira b'l Bethlehemu ashaka kwica Umwami wa Isirayeli; Herodiya ya nkozi y'ikibi, uwo amaraso ya Yohana Umubatizi aremetseko; wa Pilato, umusuku w'igihe; babasirikare bamushinyagurira; ba ba-

herezi bakuru n'abakuru hamwe na rya shengero ryari ryafashwe n'ibisazi bamwe bakoma induru ngo, "Amaraso yiwe aze atubeko, twebwe n'abana bacu"-abatahura bose ukuntu ikosa ryabo ari irihambaye mu buryo rutura. Bagerageza bidakunda kwinyegeza ubukuru bw'ijuru buboneka mu nyonga hiwe, ubwiza bubonekera hanze bw'izuba, mu gihe abacunguwe bashira hasi ibitsibo vyabo ku birenge vy'Umukiza, bavuga bati, "Yarampfiriye!"

Mubacunguwe harimwo intumwa za Kristo, umwe Pawulo yatsinda, umwe Petero yari ashushe, Yohana umwe yakundwa kandi agakunda, hamwe n'abavukanyi bose b'imvugakuri, hamwe nabo ingabo nyinshi z'abasheshe amaraso bazira Ukuri, mu gihe hanze y'impome, hamwe n'ikintu cose kibi kandi co kwankwa, niho hari abahamye, bagafunga, bakanabica. Hariho Nero, ca gisizimwe c'ububisha n'amahinyu, babonye umunezero hamwe n'icubahiro c'abo yigeze gukubagura, abo mu guhagarika umutima kurenze ukwo kwovugwa yahimbaye Satani. Nyina wiwe ari ngaho kugira yibonere icavuye mu gikorwa ciwe, kugira ngo abone ingene ikidodo kibi ca kamere yahereje umuhungu wiwe, ingene yamuteye umwete ibihimbaro hamwe n'ukubikuza biciye mu bwaku n'akarorero, vyamye ivyamwa mu mabi yateye isi gukangarara.

Hariho abapadiri n'abasenyeri bemeza ko baserukira Kristo, mugabo bakoresheje inkota, umunyororo, hamwe no guturira abantu
[134] babona kugira ngo baganze ubwenge bw'abantu. Hariho abapapa b'abanyabwishime bishira hejuru y'lmana hanyuma bakemeza ko bahinduye ivyagezwe vy'lmana Isumba vyose. Ba bandi bigira ngo ba data b'ishengero bafise ivyo bazobazwa n'lmana, iyo bari kuronka urwitwazo mu munezero rwo gusaba imbabazi. Hazoba harengeranye aho bazobonera umwe azi vyose yerekana ifuhe afitiye ivyagezwe vyiwe, kandi ntazopfa kwihoza uwatsinzwe n'urubanza. Niho bazomenya ingene Kristo yishushanya n'abantu biwe bababazwa, maze bumve uburemere bw'amajambo yiwe, "Ko mwabigiriye umwe wo muri aba bene Data bari hanyuma y'abandi, ni jewe mwabigiriye." Matayo 25:40.

Imbere y'intebe y'imanzajsi yose y'abayakibi ihagaze imbere y'intebe y'imanza y'intebe, bagirizwa kuba barahemukiye reta yo mw'lmana. Abazimiye nta muntu n'umwe bafise wo kubaburanira. Nta co kwitwaza bafise, maze urubanza rw'urupfu rw'ibihe vyose rurabasomewe.

Ubu rero biratomoye ko ingero y'icaha Atari ukwigenga mw'ietka, ahubwo ari ubuja, ukurimbuka, hamwe n'urupfu. Abanyakibi barabona ko babuze ubugingo kubw'umugararizo. Barakengereye "ubwiza burengeye uko bwovugwa kandi bufise uburemere bwo kwamaho" igihe babushikirizwa, none raba ubu ingene busa n'ubwo kwipfuzwa. Uwuzorimbuka azoboroga ati, "Ibi vyose, nari kubironka, mugabo nahisemwo gushira ibi bintu kure yanje. Mbega ubusazi! Jewe amahoro, umunezero, hamwe n'icubahiro nabisubirije ubukozi bw'ikibi, ivy'isoni nke, hamwe n'umwiheburo." Bose babona ko kuba birukanywe mw'ijuru biber-eye. Mu buzima bwabo baratangaje bati, Ntidushaka kuganzanya na Yesu ariwe aturi kw'isonga.

Nk'aho boba bajanywe, abanyakibi babonye kwimikwa kw'Umwana w'lmana. Babone mu biganza vyiwe ibisate vy'ivyagezwe vy'ijuru, ivyashinzwe bakengereye hanyuma bak- [135]
abihonyanga. Baribonera ingene umunezero, uguhimbarwa, hamwe no guhimbazwa bisamirana biva kubakijijwe, hanyuma mu gihe umupfunda w'indirimbo ugakubura kuva aho abantu bakoraniye no hanze y'igisagara, maze bose n'ijwi rimwe barasemerera bati, "Ibikorwa vyawe birahambaye kandi biratangaza, Mwami Mana ushobora vyose; inzira zawe n'iz'ukugororoka n'ukuri, Mukama w'amahanga." (Ivyahishuwe 15:3), maze bose barubama, baca basenga Umwami w'ubugingo.

**Urupfu rwa kabiri_**Satani asa n'uwunyunyutse uruhande rumwe abonye ubwiza hamwe n'icunahiro ca Kristo. Wa wundi yigeze kuba umukerubi atwikira aribuka aho yaguye ava. Marayika akayangana, "umwana w'umutweni"-mbega ukuntu yahindutse, agakororwa amapeta!

Satani arabona umugararizo wiwe uvuye kugushaka wamut-eye kuba uwutabereye kuba mw'ijuru. Yarigishije ububasha bwiwe kurwanya Imana, gurtyo rero ugutungana, amahoro, hamwe n'ukutavuguruzanya kwo mw'ijuru vyari ivyomubera gukubagurwa. Ibirego yarega imbabazi hamwe n'ubutungane vy'lmana vyose biguye mu kajendegete. Impfane yagerageje guta kuri Yehova ziri kuri we ubwiwe ijana ku rindi. Ubu rero satani aca arunama hanyuma aratura ko urwo aciriwe rugororotse.

Ikibazo cose c'ukuri hamwe n'ikinyoma mu ntambara ndende cishurwa kumugaragaro. Ubutungane bw'lmana buhagarara bu-

tagoramye mu buryo bwuzuye. Isi yose yabonye ishikirizwa ritomoye rya ca kimazi gihambaye Data hamwe n'Umwana cakozwe kubw'umuntu. Igihe cashitse aho Kristo ari mu kibanza abereye kandi ashirwa hejuru y'abaganza hamwe n'abafise ububasha hamwe n'izina ryose rivugwa.

[136] N'aho Satani yahatiwe kwemera ubutungane bw'lmana no gufukamira ubukuru bwa Kristo, kamere yiwe iguma idahinduka. Impwemu y'umugararizo, nk'uruzi rw'inkomezi, isubire kwaduka. Yuzuye amafuti yiwe, yafashe ingingo idahinduka yo guheba intambara ihambaye. Igihe kirashitse c'intambara ya nyuma yo kwita arwanya ubwami bwo mw'ijuru. Asimbira mubiwe hanyuma agerageza kubashiramwo ivy'intambara ubwo nyene. Mugabo mu mamiriyoni adaharurika yose ataye mu mugararizo, nta n'umwe agisigaye yemera ubukuru bwiwe. Ubushobozi bwiwe buri kw'iherezo. Abanyakibi buzuye rwa rwanko nyene banka Imana ruri muri Satani, mugabo barabona ivyabo ata cizere bitanga, ko badashoborea gutsinda Yehova. Barashangashirwa barakira Satani hamwe n'abo bose babaye abakozi biwe mu kuzimiza. Hamwe n'umujinya w'abadayimoni barabahinduka, hanyuma haca hakurikira ishavu kw'isi yose.

Amajambo y'umuvugishwa arashika ngo: "Kuk'Uhoraho ashangashiriwe amahanga yose, akaba arakiye ingabo zayo zose, arabagesheje rwose, arabagabuye ngo bicwe." Yesaya 34:2. "Abanyakibi azobarekurirako amakara yaka n'amazuku; Umuyaga w'indugumba uzoba umugabane mu gikombe cabo." Zaburi 11:6. Umuriro urururuka uvuye ku Mana mw'ijuru. Isi irasama. Ibirwanisho vyo muvyaremwe vyari bibitswe I bwina birasohorwa. Ibirimi vy'umuriro birasenyuka biva mu vyobo vyose vyasamye. Ibitandara biraka umuriro. Uwo musi washitse uzoba "waka nk'itanure." Malaki 4:1. Ibintu vyose bigashongeshwa n'umuriro, kandi isi hamwe n'ibikorwa biri muri yo biratongorwa. (2 Petero 3:10.) Kw'isi hasa n'ikiyaga cayonze-ikiyaga gishonze c'umuriro. N'igihe c'urubanza hamwe no kurimbura abatubaha lmana-"umusi w'uguhora w'uhoraho, umwaka wo gushumbusha ivya Siyoni."Yesaya34:8.

Abanyakibi baronka ingero itunganye mw'isi. Bazoba "ibishingwe. Kandi uwo musi ugiye kuza uzobatongora, niko Uho-
[137] raho nyen'ingabo agize." Malaki 4:1. Bamwe bararimburwa mu

mwanya muto, mu gihe abandi babababazwa imisi myinshi. Bose barahanwa hisunze ibikorwa vyabo. Satani azobabazwa, Atari kubw'umugararizo wiwe gusa, mugabo kubw'ivyaha yateje abantu bose b'lmana gukora. Igihano ciwe kiri kure n'iyo kinini kurusha abo yahenze. Inyuma y'ukurimbuka kwa bose kubw'ubuhendanyi bwiwe, azoba akeneye kubandanya kubaho no kubabazwa ikindi gihe ciyongera kuc'abandi. Mu birimi vy'umuriro abanyakibi bararimbutse impera n'imperuka, imizi n'amashami_Satani umuzi, abamukurikiye amashami. Ubutungane bw'lmana burahagijwe, maze abagororotsi hamwe n'abamarayika bavugira hamwe n'ijwi ryo hejuru bati, Amen.

Mu gihe isi itekewe n'umuriro w'uguhora, abagororotsi bobo bari amahoro mu gisagara Cera. Bamwe babaye mu muzuko wa mbere, urupfu rwa kabiri nta bubasha bubafiseko. (Ivyahishuwe 20:6.) Mu gihe Imana kubanyakibi ari umuriro utongora, kubantu biwe n'izuba hamwe n'ubwugamo (Zaburi 84:11).

[138] ## Ikigabane ca cumi na gatanu: Intango nshasha

"Mbona ijuru risha n'isi nsha: kuko ijuru rya mbere n'isi ya mbere yari yagiye, n'ikiyaga nticari kikiriho." Ivyahishuwe 21:1. Umuriro uzotongora abanyakibi niwo uzotunganya isi. Agatosi kose k'umuvumo kazokuburwa. Nta gusha mu kuzimu ibihe vyose kuzobaho kwozotuma abakijijwe bama bafise ubwoba bw'inkurikizi z'icaha. Icibutso kimwe gusa nico kizosigara: Umucunguzi wacu azama na ntaryo afise inkovu zerekana aho yabambwa. Kumutwe wiwe n'ibirenge aho yakomeretse, ivyo nivyo bimenyamenya vy'igikorwa c'ububisha icaha kizoba carakoze.

"Nawe Mutara wo kurabirako umukuku, umusozi w'umukobwa w'i siyoni, ya nganji izoza kuri wewe: imwe ya mbere izokugarukako, bwa bwami bw'umukobwa w'i Yerusalemu." Mika 4 :8. Ubwami bwanyazwe n'icaha, Kristo yabugarukanye, kandi abacunguwe bagiye gufatanya ubwami nawe. "Abagororotsi bazoragwa igihugu, bakibemwo ibihe bidashira." Zaburi 37:29. Ubwoba bwo kuragwa kw'abagororotsi busa n'ubwateye benshi gufata nk'ibintu bivugwa mu buryo bwa Mpwemu gusa ukuri kudutera kubona isi nshasha nk'iwacu. Kristo yakuriye inkoni ku gishitsi abigishwa biwe ko yagiye kubategurira aho kuba. Abemera inyigisho z'ljambo ry'lmana ntibazoba abatazi na gato ibijanye n'imihana yabo mw'ijuru. Mugabo n'aho bir'uko intumwa Pawulo iratangaza iti, "Ivy'ijisho ritigeze kubona, n'ivy'ugutwi kutigeze kwumva, ibitigeze kwinjira mu mitima w'umuntu, vyose Imana yavyiteguriye abayikunda." 1 ab'i Korinto 2 :9. Ururimi rwa kimuntu ntirushoboye kwigana impembo y'abagororotsi. Bizomenya abazobibona. Nta bwenge buhera bushobora gutahura ubwiza bwa Paradiso y'lmana. Muri Bibiliya umugabane w'abakijijwe witwa igihugu. (Abaheburayo 11 :14-16.) Aho niho wa Mwungere mukuru azoshora imikuku yiwe ayijane kw'isoko y'amazi y'ubugingo.
[139] Igiti c'ubugingo kigatanga ivyamwa vyaco uko ukwezi gutashe, hanyuma amababi yaco agakiza amahanga. Imigezi yama itemba na ntaryo, ibonerana nk'icirore, hanyuma hafi yayo ibiti bigatera

igitutu cavyo ku nzira zateguriwe abacunguwe n'Uhoraho. Aho niho ibiyaya binini cane birimwo n'udusozi tw'ubwiza, hanyuma n'imisozi y'lmana ikerekana impinga zayo ndende. Muri ivyo biyaya vy'umutekano, hampande y'imigezi irimwo ubuzima, abantu b'lmana, bazoba bamaze igihe kirekire ari aba kavantara n'ingenzi, niho bazosanga ingozabo.

**Yerusalemu nshasha**-Hariho Yerusalemu Nsha, "Ifise ubwiza bw'lmana," umuco wayo "umeze nk'ibuye ry'agaciro, nk'ibuye rya yasipi, riborana nk'icirore." Ivyahishuwe 21 :11. Uhoraho agira ati: "Kandi nzohimbarwa n'abantu banje, nezererwe n'abantu banje." Yesaya 65:19. "Eh'ihema ry'lmana riri kumwe n'abantu, kand'izogerera muri bo bazoba abantu bayo, kand'lmana ubwayo izobana nabo, izoba Imana yabo. Izohanagura amosozi yose ku maso yabo, kand'urupfu ntiruzoba rukiriho, kand'amaborogo no gutaka n'uburibwe ntibizoba bikiriho: kuko ivya mbere bishize." Ivyahishuwe 21:3,4.

Mu gisagara c'lmana "nta joro rizobayo." Nta muntu n'umwe azokenera canke ngo yipfuze kuruhuka. Nta miruho izobayo mu gukora ivyo Imana igomba hamwe no guhereza amshimwe izina ryayo. Tuzama na ntaryo twiyumvamwo ko twanaguwe buri gitondo, kandi tuzama ture kure yahoo. "Nta joro rizoba rikiriho, kandi ntibazorinda kubonesherezwa n'itara canke kwakirwa n'izuba, kuko Umwami Imana ari yo izobakira ..." Ivyahishuwe 22:5. Umuco w'izuba uzosubiririrwa n'imishwarara uyiravyemwo idahumisha amaso, yamara mu buryo butopimwa irengeye gukayangana kw'izuba k'umurango. Ubwiza bw'lmana hamwe n'ubw'Umwagazi w'intama nibwo bwuzuye ico gisagara cera n'umuco utazimata. Abacunguwe bazogenda mu bwiza butarinda guterwa n'izuba vy'umusi udahera.

"Kandi sinabonye urusengero kuri wo, kuk'Umwami Imana [140]
ishobora vyose na wa Mwagazi ari bo rusengero rwawo." Ivyahishuwe 21:22. Abantu b'lmana bazoterwa iteka ryo kwamana ubucuti bwuguruye na Data n'Umwana. "ubu turabira mu cirore, n'ivy'ijiji." 1 ab'l Korinto 13:12. Turaraba ishusho y'lmana iturasiye, nko mu cirore, mu bikorwa vyo mu vyaremwe hamwe no mu buryo ikorana n'abantu, mugabo ico gihe tuzoyiraba imbona nkubone, ata vyijiji bitewe n'igihuzu kidukingiriye hagati. Tuzohagarara aho iri hanyuma twitegereze ubwiza bwo mu nyonga ziwe.

Ubwenge budashobora gupfa buzokwigana umunezero udashira ibinyegezwa vy'ububasha bwo kuredma, amabanga y'urukundo rucungura. Nta mwansi w'inkozi y'ikibi, azimiza wo kutugerageza ngo twibagire Imana azoba ahari. Uburyo bwose buzotezwa imbere, ubuhinga bwose bugwizwe. Kuronka ubumenyi ntikuzoruhisha ubwenge canke ngo bidutware inguvu. Aho niho twoshobora kuzokorera ibintu rutura, ivyiyumviro bihanitse bishikweko, ivyipfuzo vyo hejuru bishikweko, kandi hazoguma hariho ibirere vyo hejuru vyo gushikira, utwumiza dushasha two hutangarira, Ukuri gushasha kwo gutahura, ibintu bishasha vyo gukuramwo inkomezi z'ubwenge n'umutima n'umubiri.

Kandi uko imyaka y'ibihe bidashira igenda, izogenda irushirizaho kuzana ubundi butunzi hamwe n'ubwiza mu guhishurirwa ivy'lmana na Kristo. Kurya ubumenyi butera buduga, ni ko urukundo, icubahiro, hamwe n'umunezero bizogwira. Uko abantu bazorushiriza kwiga ivy'lmana, niko bazorushiriza gutangarira kamere yayo. Uko Yesu azugurura imbere yabo ubutunzi bw'ivy'ugucungurwa hamwe n'ivyashitsweko bitangaje mu ntambara ihambaye na Satani, imitima y'abacunguwe izotera itera yuzuye kwitanga, hanyuma bavuze inanga z'inzahabu n'ibiganza bishikamye; maze ibihumbi n'ibihunguruka hamwe n'ibihumbi
[141] n'ibihumbi vy'amajwi bikoranire hamwe mu kuduza indirimboz'ishimwe.

"Kandi icaremwe cose co mw'ijuru no mw'isi n'l kuzimu no hejuru y'ikiyaga n'ibiri muri vyo vyose, numva bivuga, bit'lvyagiye ku ntebe bo n'Umwagazi w'lntama, umugisha ube uwabo n'icubahiro no guhimbazwa n'ububasha, ibihe bitazoshira." Ivyahishuwe 5:13.

Icaha n'abanyavyaha ntibigihari. Ikirere c'amajuru n'isi vy'lmana birakubuye, kandi intambara ihambaye irarangiye ibihe vyose.